مؤسسة بناء للتنمية والتعليم

BENAA FOUNDATION FOR DEVELOPMENT AND EDUCATION


# IBIBAZO VYEREKEYE INYIGISHO ZO KWEMERA IMANA IMWE RUDENDE

# UBURYO BWO GUTUNGANYA ISUKU RYO GUSENGA

# UKUNTU INTUMWA YASENGA

# ITAZIRA N'ININAHAZAMANA


Canditswe na Sheikh Abdu l'Aziz mwene Abdallah Bin Baaz
(nyakugira impuhwe z'Imana Allah)

Casiguwe mu kirundi na Sheikh GIHETE Yusufu

Cakosowe na : - MINANI Abdouswamad

- Sheikh NAHAYO Yacoub Jacques



Bujumbura, Nyakanga 2019

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


| | |
|---|---|
| INTANGAMARARA.......................................................................... | 1 |
| IBIBAZO BIHAMBAYE MU NYIGISHO ZO KWEMERA IMANA IMWE RUDENDE ALLAH (AQIIDA)......................... | 2 |
| INSIGURO YO KUBANGIKANYA IMANA ALLAH............... | 9 |
| INGINGO YEREKEYE UKWAMBARA AKANYUZI (AKAGOZI) MW'IZOSI CANKE KU KUBOKO....................... | 12 |
| INGINGO YEREKEYE UBUROZI N'ABAROZI NO KWEREKANA UBURYO BWO KUVURA UWAROZWE........ | 14 |
| INGINGO YEREKEYE UKWITSITA KU MPOME ZA AL-KA'BA NO KU KIYAMBITSWE............................................. | 20 |
| UBURYO BWO GUTUNGANYA ISUKU RYO GUSENGA.... | 22 |
| AMAJAMBO AGENEWE GUKORESHWA MU KUNINAHAZA NO MU GUSABA IMANA ALLAH MU GIHE CO KURARIKWA KUJA GUSENGA N'INYUMA Y'AHO......... | 26 |
| IBISABISHO BIKORESHWA MU GIHE CO KWINJIRA NO GUSOHOKA MU MUSIGITI..................................................... | 29 |
| UKUNTU INTUMWA (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana allah) YASENGA.............................................................. | 31 |
| UBURYO BWO GUSENGERA IKIZIGA................................. | 43 |
| UKWITANGANIZA KURAMUTSA NO KWISHURA INDAMUTSO, UGUSABIRA UWASAMUYE IYO ASHIMAGIJE IMANA ALLAH, UGUSUHUZA UWURWAYE | 48 |

| | |
|---|---|
| IBISABISHO VYO KUNINAHAZA IMANA ALLAH NO KUYISABA........................................................................... | 51 |
| ININAHAZWA RY'IMANA ALLAH MU GITONDO NO KU MUGOROBA........................................................................... | 58 |
| IBISABISHO BIROBANUYE BISABWA MU BIHE BITANDUKANYE............................................................... | 68 |
| GUSOZERA........................................................................... | 78 |
| UKUNTU IBIZIGA BISENGERWA IYO ARI VYINSHI........... | 79 |

# INTANGAMARARA

Kw'izina ry'Imana Allah Nyenimpuhwe Nyenimbabazi.

Nihashimagizwe Imana Allah Umubungabunzi w'ibiremwa vyose, amahoro n'impuhwe bisasagare ku Ntumwa yacu Muhamadi, umuryango wayo, ingendanyi zayo n'abazokurikira inzira yayo gushika ku musi w'impera.

Ishirahamwe ry'ibikorwa vy'ubugwaneza ryitiriwe Sheikh Abdu l'Azizi Bin Baaz, riri n'iteka ryo gushikiriza umusomyi aka gatabu kari mu rukurikirane rw'ivyanditswe n'umuvyeyi wacu Sheikh Abdu l'Azizi Bin Baaz (nyakugira impuhwe z'Imana Allah).

Dusavye Imana Allah ko Yohemba ivyiza uwo wese yagize ico afasha mu gusohora aka gatabu, Inagashire mu bifasha gukwiragiza ubumenyi ngirakamaro, indishi zabwo zibandanye zishikira Sheikh wacu aho ari mu mva yiwe.

Ni nk'uko dusavye Imana Allah Nyenubweranda ko Yoduhuza na we mu Bwami bw'ijuru bwa Firdawusi, buri kw'isonga ry'Ubwami. Mu vy'ukuri ni Yo Muhagarikizi wacu mu vyo dukora, Mushoboravyose.

Harakagira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah, umuvugishwamana wacu Muhamadi, umuryango wiwe n'ingendanyi ziwe zose.

Ishirahamwe ry'ibikorwa vy'ubugwaneza ryitiriwe

**Sheikh Abdu l'Azizi Bin Baaz**

## IBIBAZO BIHAMBAYE MU NYIGISHO ZO KWEMERA IMANA IMWE RUDENDE ALLAH (AQIIDA)

**Ibisabwa n'ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH" n'ingaruka mbi zo kutabimenya**

**Ikibazo**: Ikiboneka ni uko hari benshi baharurwa mu bislamu badatahura insiguro y'ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", bigatuma bakora ibikorwa bakanavuga amajambo aciye kubiri canke agabanya agaciro k'iryo jambo. None ni iyihe nsiguro y'ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH"? Ryigisha iki? Rigasaba iki?

**Inyishu**: Nta nkeka ko iryo jambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", ari wo mushinge w'idini, ni na ryo nkingi ya mbere mu nkingi z'ubwislamu, ribangabangana n'ijambo ryo kwemanga ko mu vy'ukuri Muhamadi ari Intumwa y'Imana Allah (MUHAMMADUN RASUULU LLAAH). Ukwo ni ko biri mu nyigisho y'intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yakiriwe na mwene Omari (Imana Allah Imwishimire), aho ivuga iti: "Ubwislamu bwubakiye ku nkingi zitanu: ukwemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, n'uko Muhamadi ari umuja akaba n'Intumwa y'Imana Allah; gutsimbataza amasengesho; gutanga ishikanwa-bwirizwa; gushengerera ingoro ntagatifu y'Imana Allah no gupfunga ukwezi kwa Ramadhani[1]".

Mu yindi nyigisho y'intumwa yakiriwe na mwene Abbasi (Imana Allah Ibishimire bompi), yavuze ko igihe Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarungika Mu'aadhi (Imana Allah Imwishimire), mu gihugu ca Yemeni, yamubwiye iti: "Mu vy'ukuri, wewe utumwe ku bantu bahawe Igitabu, (niwashika) urabahamagarira kwemera (badashidikanya) ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, kandi ko jewe ndi Intumwa y'Imana Allah. Bamaze kukwumvira kuri ivyo, uraheza ubamenyeshe ko Imana Allah Yabategetse gutsimbataza amasengesho-bwirizwa atanu ku musi, ijoro n'umurango. Bamaze kukwumvira kuri ivyo, uraheza ubamenyeshe ko Imana Allah Yabategetse gutanga ishikanwa-bwirizwa, ritozwa abatunzi muri bo rigahabwa abakene muri bo[2]"".

---

[1]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[2]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

Inyigisho z'intumwa rero ku bijanye n'uwu muryango ni nyinshi. Insiguro ya "SHAHAADATU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAH", ni uko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah. Iryo jambo rero rirahakana ubumana bw'ikitari Imana Allah Nyenubweranda, rikemeza ko Allah ari Yo Mana Yonyene. Nk'uko Imana Allah Yavuze Iti:

﴿ذَلِكَ بِأَنَّ اللَّهَ هُوَ الْحَقُّ وَأَنَّهُ يُحْيِي الْمَوْتَى وَأَنَّهُ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيرٌ﴾

"Ivyo ni uko Allah ari Yo Mana y'ukuri Itegerezwa gusengwa, n'uko ibigirwamana basenga mu gishingo c'Imana Allah, ari vyo bitarekuwe kuko nta co bimariye uwubisenze eka nta n'ico bitwara uwubihakanye ntabisenge, n'uko Imana Allah ari Yo Yubashwe kuruta vyose, ni Yo nkuru Iruta vyose mu kuntu Iremye mu mazina n'amatazirano yayo" (Al-Hajji: 6).

Irongera Ikavuga Iti:

﴿وَمَنْ يَدْعُ مَعَ اللَّهِ إِلَهًا آخَرَ لَا بُرْهَانَ لَهُ بِهِ فَإِنَّمَا حِسَابُهُ عِنْدَ رَبِّهِ إِنَّهُ لَا يُفْلِحُ الْكَافِرُونَ﴾

"Uwuzosenga hamwe n'Imana Allah iyindi mana ata cemezo afise co kuba ikwiye gusengwa, mu vy'ukuri uyo indishi y'ivyo yakoze azoyisanga ku Mana yiwe Rurema Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Uko ibintu bimeze, ni uko ata ntsinzi abagarariji bazoronka ku musi w'izuka" (Al-Mu-uminuuna: 117).

Yaravuze kandi Iti:

﴿وَإِلَهُكُمْ إِلَهٌ وَاحِدٌ لَا إِلَهَ إِلَّا هُوَ الرَّحْمَنُ الرَّحِيمُ﴾

"Kanatsinda, Imana Yanyu ni Imana Imwe Rudende Allah. Nta yindi mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenimpuhwe, Nyenimbabazi" (Al-Baqara: 163).

Yaranavuze Iti:

﴿وَمَا أُمِرُوا إِلَّا لِيَعْبُدُوا اللَّهَ مُخْلِصِينَ لَهُ الدِّينَ حُنَفَاءَ﴾

"Kandi nta kindi bategetswe gukora atari ugukora ivyo kwiyegereza Imana Allah, beze Idini ryayo batayibangikanya" (Al-Bayyina: 5). Ayah zitanga insiguro nk'iyi ni nyinshi.

Iri jambo rihambaye rero, nta co rimarira uwurivuze, ntirinamukura mw'ibangikanyamana, kiretse mu gihe yorivuga azi insiguro yaryo, aryemera anagendera ivyo ryigisha.

Ni ukuri indyarya zararivuga. Hamwe n'ivyo, zizohanwa mu nyenga y'umuriro, kuko zitigeze ziryemera, ntizinagendere ivyo ryigisha ku bw'Imana Allah.

Ni nk'uko nyene, abayahudi bararivuga. Hamwe n'ivyo, bari mu bagarariji kuko batagendera ivyo ryigisha. Kukaba nkako, abatumbera imva n'abahagarikizi babo, bakabisaba mu bagarariji basanzwe bari mu bantu barungikiwe Intumwa Muhamadi, na bo nyene bararivuga, kandi baca kubiri na ryo mu mvugo n'ingiro no mu kwemera kwabo. Kubera ivyo rero, nta co rizobamarira, ukurivuga gusa ntikuzobagira abislamu, kuko baciye kubiri na ryo mu mvugo no mu ngiro no mu vyo bemera.

Bamwe mu bamenyi baravuze ko ivyo iryo jambo risaba, bavyegeranije mu kubidondagura bivuga amazina bati:

“Ukurimenya, ukuryemanga, ugutumbera Imana Allah no kuryemera; hamwe no kurikunda, kurigendera mu mvugo n'ingiro no kuryakira. Ikigira umunani congeweko, ni uguhakana ikintu cose kitari Imana Imwe Rudende mu bigirwamana”.

Muri ayo majambo rero, harimwo ibisabwa vyose kugira iryo jambo ryemerwe:

**1. Ukumenya ico risigura kuzira ubujuju**

Twamaze kuvuga ko insiguro yaryo ari uko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah. Ibigirwamana vyose rero abantu basenga biciye kubiri n'Imana Allah, ntibikwiye gusengwa.

**2. Ukuryizera kuzira amakenga**

Ni ngombwa rero ko uwurivuze, aba yemera ata makenga ko Imana Allah ari Yo Ikwiye gusengwa vy'ukuri.

**3. Kurivuga ku bw'Imana Allah**

Bisigura ko yotumbera Imana Allah mu vyo akora vyose ku kuyiyegereza. Mu gihe yogira na kimwe rero akora ku bw'ikitari Imana Allah, akagikora ku bw'Intumwa, umweranda, umwami, igishusho, ijini canke ikindi, aba abangikanije Imana Allah, anaciye kubiri n'igisabwa, ari na co kijanye no gutumbera Imana Allah mu vyo akora.

**4. Kuryemera kuzira ikinyoma**

Bisigura kurivuga vy'ukuri, ku buryo ivyo yemanga ku mutima bihura n'ivyo yatura ku rurimi; ivyo yatura ku rurimi na vyo bigahura n'ivyo yemanga ku mutima. Mu gihe rero yorivuga ku rurimi gusa ataryemera ku mutima, nta co rimumarira, aba abaye umugarariji nk'indyarya.

**5. Kurikunda**

Bisigura gukunda Imana Allah. Mu gihe rero yorivuga adakunda Imana Allah, acika umugarariji nk'indyarya, ntaheza ngo abe umwislamu. Mu vyemeza iki gisabwa, ni ijambo ry'Imana Allah, aho Ivuga Iti:

﴿قُلْ إِنْ كُنْتُمْ تُحِبُّونَ اللَّهَ فَاتَّبِعُونِي يُحْبِبْكُمُ اللَّهُ﴾

"Ntumwa y'Imana! Bwira abemera uti: "Nimwaba mukunda Imana Allah vy'ukuri nimunkurikire, gutyo Imana Allah Iheze Ibakunde" (Aali Imrani: 31). Irongera Ikavuga Iti:

﴿وَمِنَ النَّاسِ مَنْ يَتَّخِذُ مِنْ دُونِ اللَّهِ أَنْدَادًا يُحِبُّونَهُمْ كَحُبِّ اللَّهِ وَالَّذِينَ آمَنُوا أَشَدُّ حُبًّا لِلَّهِ﴾

"N'aho biri ukwo, mu bantu harimwo abirengagiza Imana Allah bakagira ibigirwamana bakunda nka kurya bategerezwa gukunda Imana Allah. Abemeye barakunda bakubaha Imana Allah kurusha" (Al-Baqara: 165). Hari n'izindi Ayah nyinshi ziza muri iyo nsiguro.

**6. Kugendera ivyo ryigisha**

Bisigura gusenga Imana Imwe Rudende Allah no kugendera amabwirizwa yayo, mu kuyemera no kwemanga ko ari kwo kuri. Mu gihe yorivuga gusa ntaheze ngo asenge Imana Imwe Rudende Allah, ntanagendere amabwirizwa yayo, ahubwo akabirengako abibona, ntashobora kuba ari umwislamu nka kurya kwa kizigenza w'amashetani iblisi n'ingabo zayo.

**7. Kwakira ivyo ryigisha**

Bisigura ukwakira ivyo ryigisha mu gutumbera Imana Imwe Rudende Yonyene mu gusenga, ukuvavanura no gusenga ikitari Yo, agaheza akavyubahiriza akanavyishimira.

**8. Guhakana ibindi vyose bisengwa mu gishingo c'Imana Allah**

Bisigura ukwitandukanya no gusenga ikitari Imana Allah mu kwemanga ko kidakwiye gusengwa. Imana Allah Yaravuze Iti:

﴿فَمَنْ يَكْفُرْ بِالطَّاغُوتِ وَيُؤْمِنْ بِاللَّهِ فَقَدِ اسْتَمْسَكَ بِالْعُرْوَةِ الْوُثْقَى لَا انْفِصَامَ لَهَا وَاللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ﴾

"Uwugararije ibigirwamana akemera Imana Allah, nta nkeka aba afashe ipfundo ry'idini ritigera ripfunduruka. Imana Allah na Yo Irumva ibivugwa n'ibiremwa, Irazi ibikorwa vyavyo n'ivyo bizirikana. Izobibihembera" (Al-Baqara: 256).

Mu vyakiriwe na Abu Musa Al-Ash'ariyyi yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"مَنْ قَالَ: لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَكَفَرَ بِما يُعْبَدُ مِنْ دُوْنِ اللهِ حَرُمَ مَالُهُ وَدَمُهُ، وَحِسَابُهُ عَلَى اللهِ"

"Uwuvuze ko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah, akanahakana ibindi vyose bisengwa mu gishingo c'Imana Allah, kirazira kunyaga amatungo yiwe, no kubangamira ubuzima bwiwe ngo haseswe amaraso yiwe. Ahasigaye iharurirwa ryiwe ni ku Mana Allah[3]".

Iyo ngendanyi nyene yarakiriye iyindi nyigisho y'intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti:

"مَنْ وَحَّدَ اللهَ وَكَفَرَ بِما يُعْبَدُ مِنْ دُونِ اللهِ حَرُمَ مَالُهُ وَدَمُهُ، وَحِسَابُهُ عَلَى اللهِ"

"Uwuzosenga Imana Imwe Rudende Allah atayibangikanya, agahakana ibindi vyose bisengwa mu gishingo c'Imana Allah, kirazira kunyaga amatungo yiwe, no kubangamira ubuzima bwiwe ngo haseswe amaraso yiwe. Ahasigaye iharurirwa ryiwe ni ku Mana Allah[4]".

Ni itegeko rero ku mwislamu wese kuvuga iri jambo yubahirije ibi bisabwa vyose. Igihe cose umwislamu yubahirije insiguro y'iryo jambo akayigendera, aba ari we mwislamu kizira ko ahungabanirizwa ubuzima canke ngo anyagwe amatungo yiwe. N'aho yoba atazi ido n'ido y'insiguro y'ibi bisabwa, kuko igihambaye ni ukurimenya vy'ukuri no kugendera ivyo ryigisha, si ukumenya ido n'ido y'insiguro y'ibisabwa.

"TWAAGHUUTI" ni ico cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah maze kigashimishwa n'ukwo gusengwa. Imana Allah Yaravuze Iti:

﴿فَمَنْ يَكْفُرْ بِالطَّاغُوتِ وَيُؤْمِنْ بِاللَّهِ فَقَدِ اسْتَمْسَكَ بِالْعُرْوَةِ الْوُثْقَى لَا انْفِصَامَ لَهَا وَاللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ﴾

"Uwugararije ibigirwamana akemera Imana Allah, nta nkeka aba afashe ipfundo ry'idini ritigera ripfunduruka. Imana Allah na Yo Irumva ibivugwa n'ibiremwa, Irazi ibikorwa vyavyo n'vyo bizirikana. Izobibihembera" (Al-Baqara: 256).

Yarongeye Iravuga Iti:

﴿وَلَقَدْ بَعَثْنَا فِي كُلِّ أُمَّةٍ رَسُولًا أَنِ اعْبُدُوا اللَّهَ وَاجْتَنِبُوا الطَّاغُوتَ﴾

"Ni ukuri Twararungitse ku mugwi uwo ari wo wose w'abantu bo hambere yawe Intumwa ibabwiriza iti: "Nimusenge Imana Imwe Rudende Allah

[3] Yashikirijwe na Muslim.
[4] Yashikirijwe na Muslim.

mwongere muvavanure no gusenga ibigirwamana mu mashetani, ibishusho, abapfuye, n'ibindi”” (An-Nahl: 36).

Uwusenzwe mu gishingo c'Imana Allah atavyishimiye; nk'Intumwa, aberanda n'abamalayika, ntaheza ngo yitwe “TWAAGHUUTI”. Muri ico gihe, “TWAAGHUUTI” aba ari shetani ihamagarira kumusenga ibaryosharyosha.

Turasavye rero Imana Allah ko Yoduha twebwe hamwe n'abislamu bose kuroranirwa mw'idini.

Nayo itandukaniro riri hagati y'ibikorwa biciye kubiri n'ijambo “LAA ILAAHA ILLA LLAAH” n'ibiciye kubiri n'ukwemera gutegetswe gutunganye, ni iry'uko ikintu ico ari co cose caba mu bikorwa, mu majambo canke mu kwemera, kiza gituma umuntu agwa mw'ibangikanya rikuru, ico kintu kiba giciye kubiri burundu n'iryo jambo; nko gusaba abapfuye (imizimu), abamalayika, ibishusho, ibiti, amabuye, inyenyeri n'ibindi, kubikererera, kwiyemeza gukora ikintu ku bw'ivyo bintu no kuvyubamira, n'ibindi.

Ivyo vyose rero birahushanye n'ukwemera Imana Imwe Rudende, biciye kubiri n'iryo jambo, biranaryonona rikaba impfagusa. Mu biryonona kandi, ni ukuzirura ivyaziririjwe n'Imana Allah bitegerezwa kuba bizwi mw'idini, kandi bihurizwako n'abamenyi bose b'idini ko bizira; nko gusambana, kunywa ibiyayura-mutwe, kutubaha no kutubahiriza abavyeyi, kurya inyungu izira (riba), n'ibindi.

Muri vyo kandi, hari uguhakana icategetswe n'Imana Allah, caba ari mu majambo canke mu bikorwa bitegerezwa kuba bizwi mw'idini kandi bihurizwako n'abamenyi bose b'idini; nk'itegeko ryo gusenga gatanu ku musi, gutanga ishikanwa-bwirizwa, gupfunga ukwezi kwa Ramadhani, kwubaha no kwubahiriza abavyeyi, kwatura ukwemanga kabiri (shahaadataani), n'ibindi.

Nayo amajambo, ibikorwa n'ukwemera bituma ukwemera Imana Allah gutubanuka, biciye kubiri n'ukwemera gutegetswe gutunganye, ni vyinshi. Muri vyo ni ibangikanya rito; nko kwiyerekana, kurahira ku kitari Imana Allah, kuvuga uti: “Mu gihe Imana Allah yoshaka na kanaka agashaka”, canke uti: “Iki ndagihawe n'Imana Allah na kanaka”, n'ibindi.

Ni nk'uko ivyaha vyose bituvya ukwemera, kandi bigaca kubiri n'ukwemera gutegetswe gutunganye. Ni ngombwa rero kwiyubara gukora ibintu biciye kubiri n'ukwemera canke bigabanya indishi yo kwemera.

Ukwemera ku bamenyi bisunga imigenzo y'intumwa (ahlu sunna) kujana n'imvugo n'ingiro, kwongererezwa n'ukwumvira Imana Allah kukagabanywa n'ugukora ivyaha. Ibivyemeza ni vyinshi, abamenyi barabidondaguye mu bitabu vy'inyigisho zerekeye ukwemera, no mu bitabu vy'insobanuro ya Qor'ani n'ivy'inyigisho z'intumwa. Uwubikeneye rero arashobora kubironka muri ivyo bitabu. Nihashimagizwe Imana Allah.

Muri ivyo vyemezo, twovuga rero ijambo ry'Imana Allah, aho Ivuga Iti:

﴿وَإِذَا مَا أُنْزِلَتْ سُورَةٌ فَمِنْهُمْ مَنْ يَقُولُ أَيُّكُمْ زَادَتْهُ هَذِهِ إِيمَانًا فَأَمَّا الَّذِينَ آمَنُوا فَزَادَتْهُمْ إِيمَانًا وَهُمْ يَسْتَبْشِرُونَ﴾

“Iyo Imana Allah Imanuriye Intumwa yayo igisomwa mu bisomwa vya Qor'ani, muri izo ndyarya hari uwuvuga n'agasuzuguro ati: “Mbega ni nde muri mwebwe yongererejwe ukwemera n'iki gisomwa!”. Nayo abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo, imanurwa ry'ico gisomwa riraheza rikabongerereza ukwemera mu kugisoma, kukizigama no kukigendera bafise n'akamwemwe gaturutse ku kwemera” (At-Tawba: 124).

N'ijambo ryayo rivuga riti:

﴿إِنَّمَا الْمُؤْمِنُونَ الَّذِينَ إِذَا ذُكِرَ اللَّهُ وَجِلَتْ قُلُوبُهُمْ وَإِذَا تُلِيَتْ عَلَيْهِمْ آيَاتُهُ زَادَتْهُمْ إِيمَانًا وَعَلَى رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ﴾

“Ni ukuri abemeramana b'ukuri, ni ba bandi iyo haninahajwe Imana Allah, imitima yabo idegedwa ku gutinya Imana Allah. Iyo naho basomewe Ayah zayo, zibongerereza ukwemera mu kuzigama insiguro zazo, bagaheza bakishimikiza Imana Allah bakayizera” (Al-Anfaal:2).

Imana Allah Yaravuze kandi Iti: ﴿وَيَزِيدُ اللَّهُ الَّذِينَ اهْتَدَوْا هُدًى﴾

“Imana Allah Yongerereza abaja bayo bakurikiye idini ryayo uburongozi bwiyongera ku bwo basanganwe” (Maryam: 76).

## INSIGURO YO KUBANGIKANYA IMANA ALLAH

**Ikibazo:** "shirki" ni igiki? Ni iyihe nsobanuro y'ijambo ry'Imana:

﴿يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آمَنُوا اتَّقُوا اللَّهَ وَابْتَغُوا إِلَيْهِ الْوَسِيلَةَ﴾

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah muyigamburukire, munayiyegereze mu kuyumvira no gukora ibiyishimisha" (Al-Maa-ida: 35).

**Inyishu**: Ijambo "shirki" risigura ukubangikanya Imana Allah mu kuyisenga hamwe n'ikindi kintu; nko gusaba ibishusho n'ibindi, kubitakambira, kwiyemeza gukora ikintu ku bwavyo, kubisenga, gupfunga canke gukerera ku bwavyo. Ni nko gukerera kw'izina ry'uwitwa Badawiy canke Idrosi bikorwa muri Yemeni, gusenga ku bwa kanaka. Ugusaba inkunga Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Abdu l-Qadir canke Idrosi, canke ugusaba abatari abo mu bamaze gupfa, batagihari. Ugukora ico ari co cose rero muri ivyo, kwitwa ibangikanyamana (shirki).

Ni nk'uko nyene rero iyo umuntu asavye inyenyeri, amajini, akabitakambira, canke akabisaba inkunga n'ibindi nk'ivyo. Iyo rero agize na kimwe muri ivyo akorera ibiremwa bitagira ubuzima, ivyamaze gupfa canke ibitari hafi yiwe, aba abangikanije Imana Allah. Imana Allah Yaravuze Iti: ﴿وَلَوْ أَشْرَكُوا لَحَبِطَ عَنْهُمْ مَا كَانُوا يَعْمَلُونَ﴾

"Hamwe vyoshika ko Abavugishwamana babangikanya Imana Allah, ivyo bakoze vyari guhunguruka bikababera impfagusa; kuko Imana Allah ntiyakira ivyo Ibangikanijweko" (Al-An'aam: 88).

Imana Allah Yaravuze kandi Iti:

﴿وَلَقَدْ أُوحِيَ إِلَيْكَ وَإِلَى الَّذِينَ مِنْ قَبْلِكَ لَئِنْ أَشْرَكْتَ لَيَحْبَطَنَّ عَمَلُكَ وَلَتَكُونَنَّ مِنَ الْخَاسِرِينَ﴾

"Ni ukuri, Twaraguhishuriye Ntumwa y'Imana! Duhishurira n'izindi Ntumwa aho hambere yawe ko uramutse ubangikanije Imana Allah, ibikorwa vyawe vyohunguruka bikaba impfagusa, ugashoka uja mu bahomvye ukwemera kwabo n'ubuzima bwabo bw'inyuma yo gupfa" (Az-Zumar: 65).

Biri mu kubangikanya Imana, gutumbera ikitari Imana Allah ukagisenga. Iryo sengwa ryitwa ibangikanyamana, rikitwa kandi igarariza. Uwirengagije Imana Allah maze akiyegereza ikitari Yo mu gusenga; nko gusenga ibiti, amabuye, ibishusho, amajini canke bamwe mu

bapfuye mu bo bita aberanda, agaheza akabiyegereza mu gusenga canke mu gupfunga, ivyo akabigira yirengagiza Imana Allah, ivyo rero biba ari igarariza n'ibangikanya rikomeye cane. Dusabe Imana Allah Iduhe kuroranirwa mw'idini.

Ni nk'uko nyene kandi, uwuhakanye kubaho kw'Imana Allah, akavuga ko ata Mana Ibaho, ko n'ubuzima bwibeshejeho, nk'uko abahakana Imana Allah bavuga, abo rero, ni bo bagarariji bahuvye bakanabangikanya Imana Allah cane mu bantu (dusabe Imana Allah Iduhe kuroranirwa mw'idini).

Ivyo bigasigura ko mu vy'ukuri ukwemera ibintazi nk'ibi n'ibisa na vyo, kwitwa ibangikanyamana n'igarariza.

Hari n'abandi bashobora gukosa bitewe n'ukutamenya, bakita ugusaba abapfuye no kubiyambaza ko ari icifashisho. Gutyo, bakiyumvira ko birekuwe kandi ari ikosa rikomeye, kuko ugusaba muri ubwo buryo, ni ibangikanyamana, n'aho benshi mu badatahura canke mu babangikanyamana bavyita icifashisho (kibashikana ku Mana Allah). Iryo ni ryo dini ry'ababangikanyamana, ari na ryo rinegurwa n'Imana Allah, Ikaba Yatumye Intumwa Ikanamanura n'Ibitabu ku kurirwanya no kuryihaniza ibiremwa.

Nayo icifashisho kirekuwe kivugwa mw'ijambo ry'Imana Allah, aho Ivuga Iti: ﴿يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آَمَنُوا اتَّقُوا اللَّهَ وَابْتَغُوا إِلَيْهِ الْوَسِيلَةَ﴾

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah muyigamburukire, munayiyegereze mu kuyumvira no mu gukora ibiyishimisha" (Al-Maa-ida: 35).

Ico cifashisho kivugwa, ni ukwiyegereza Imana Allah mu kuyumvira. Iyo ni yo nsiguro yemewe n'abamenyi bose. Kubera ivyo rero, ugusenga mu kwiyegereza Imana Allah, ni icifashisho (kigushikana ku Mana Allah), ugukererera Imana Allah ni icifashisho; nk'ibibagwa n'imbagwa. N'ukwipfunga, imperezwa, gutazira no kuninahaza Imana Allah no gusoma Qor'ani, ivyo vyose ni ivyifashisho (bishikana umuntu ku Mana Allah).

Iyo rero ni na yo nsiguro y'ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti:

﴿يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آَمَنُوا اتَّقُوا اللَّهَ وَابْتَغُوا إِلَيْهِ الْوَسِيلَةَ﴾

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah muyigamburukire, munayiyegereze mu kuyumvira no mu gukora ibiyishimisha" (Al-Ma-ida: 35), risigura riti: "Nimurondere ukwiyegereza kuri Yo mu kuyumvira".

Ukwo ni ko vyasiguwe na Ibnu Kathiiri na Ibnu Jariiri na Al-Baghwiy, n'abandi benshi mu banonosoye insobanuro ya Qor'ani. Iyo nsiguro bahurijeko ni iyo ivuga iti: “Nimurondere ukwiyegereza kuri Yo aho muzoba muri hose, mu kuyumvira mukurikiza ivyo Yabategetse mu gusenga, gupfunga no gutanga imperezwa, n'ibindi”.

Ni na yo nsiguro dusanga mu yindi Ayah ivuga iti:

﴿أُولَئِكَ الَّذِينَ يَدْعُونَ يَبْتَغُونَ إِلَى رَبِّهِمُ الْوَسِيلَةَ أَيُّهُمْ أَقْرَبُ وَيَرْجُونَ رَحْمَتَهُ وَيَخَافُونَ عَذَابَهُ﴾

“Abo basengwa n'ababangikanyamana mu gishingo c'Imana Allah, baba mu Ntumwa, aberanda n'abamalayika, n'abo nyene basanzwe barondera ukwiyegereza Imana Allah mu kuyumvira no kuyisenga, barushanwa gukora ivyiza bishemeye bituma baba hafi y'Imana Allah cane gusumba, bizeye kandi kuronka impuhwe zayo, banatinya ibihano vyayo” (Al-Israa-i: 57).

Ukwo ni ko rero Intumwa zose n'abazikurikiye biyegereza ku Mana Allah bifashishije gukora ivyo Yabategetse mu guhangana ku rugamba, gupfunga, gusenga, kuninahaza no gutazira Imana Allah no gusoma Qor'ani, n'ibindi mu vyifashisho bishikana ku Mana Allah.

Nayo ukwiyumvira kwa bamwe mu bantu ko icifashisho ari ukwambaza mu gutaka abapfuye, ugutakambira aberanda; ico ciyumviro si co. Ni na kwo kwemera kw'ababangikanyamana. Imana Allah Yaragize ico Ibavugako aho Ivuga Iti:

﴿وَيَعْبُدُونَ مِنْ دُونِ اللَّهِ مَا لَا يَضُرُّهُمْ وَلَا يَنْفَعُهُمْ وَيَقُولُونَ هَؤُلَاءِ شُفَعَاؤُنَا عِنْدَ اللَّهِ﴾

“Ababangikanyamana basenga mu gishingo c'Imana Allah ibintazi ata na kimwe bibatwara (mu gihe batobisenga), eka ata na kimwe vyonabamarira (mu gihe bobisenga), bakavuga bati: “Ibi (bintazi) tubisenga kugira bituvugire ku Mana Allah”” (Yunus: 18). Imana Allah mu gusozera iyo ayah Yarabishuye Iti:

﴿قُلْ أَتُنَبِّئُونَ اللَّهَ بِمَا لَا يَعْلَمُ فِي السَّمَاوَاتِ وَلَا فِي الْأَرْضِ سُبْحَانَهُ وَتَعَالَى عَمَّا يُشْرِكُونَ﴾

“Ntumwa y'Imana! Babwire uti: “Mbega mwiregura mu kubwira Imana Allah ikintu Yoba Itazi mu bijanye n'abavugira ibiremwa mw'ijuru no mw'isi! Iyo haja kuba ababavugira, Imana Allah Yari kuba Ibazi”. Ubweranda n'icubahiro ni ivy'Imana Allah, Iteye kubiri n'ivyo bayibangikanya” (Yunus: 18).

## INGINGO YEREKEYE UKWAMBARA AKANYUZI (AKAGOZI) MW'IZOSI CANKE KU KUBOKO

**Ikibazo**: Ni iyihe ngingo yerekeye uwambara akanyuzi mu ntumbero yo kwikingira canke kwikura mu kiza?

**Inyishu**: Ico kirihanizwa gukorwa; kuko kugikora ni ibangikanya rito, gishirwa mu mugwi w'ukwambara ibiheko. Mu nyigisho y'Intumwa yakiriwe na Uqba mwene Aamiri (Imana Allah Imwishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

" مَن تَعَلَّقَ تَمِيمَةً فَلا أَتَمَّ اللهُ لَهُ وَمَن تَعَلَّقَ وَدَعَةً فَلا وَدَعَ اللهُ لَهُ "

"Uwambaye igiheko arondera ikimazi, aragapfa adatunganirijwe n'Imana Allah ivyo arondera. Uwambaye igiheko arondera kwikingira, aragapfa adakingiwe n'Imana Allah[5]". Iyo nyigisho yarakiriwe n'iyo ngendanyi mu yandi majambo aho Intumwa y'Imana Allah ivuga iti:

"مَن تَعَلَّقَ تَمِيمَةً فَقَدْ أَشْرَكَ "

"Uwambaye igiheko, ni ukuri aba abangikanije Imana Allah[6]".

Igihe Hudhayfa (Imana Allah Imwishimire) yaja kuraba umuntu umwe agasanga yambaye akanyuzi (agaheko) ngo kamukingire inyonko, yaciye aca nya kanyuzi aranamubuza kukambara, aca amusomera ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti: ﴿وَمَا يُؤْمِنُ أَكْثَرُهُمْ بِاللهِ إِلَّا وَهُمْ مُشْرِكُونَ﴾

"Abenshi mu bantu, ntibemera ko Imana Allah ari Yo Yaremye Ikaba ari na Yo Ibeshaho ibiremwa, atari uko (hamwe n'ukwo kwemera) bayibangikanya bakiyegereza ibigirwamana mu gusenga" (Yusufu: 106)[7].

Muri iyo nyigisho, yaramumenyesheje ko ukwambara igiheko ari ibangikanyamana. Kubera ivyo rero, ukwambara inyuzi n'ibiheko bikozwe mu nsimbi, mu magufa, mu bwoya bw'imbwebwe, mu magufa canke amenyo yayo, ni ibangikanyamana. Kandi ivyo vyose biri mu bintazi bibujijwe.

Ni nk'uko nyene, ukwambara igiheko kigizwe na Ayah za Qor'ani bita inkinzo (ihirizi) canke nganzavyose (jaami'a), ivyo vyose ntibirekuwe; kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabujije ukwambara ibiheko muri rusangi, ntiyatandukanije hagati

[5]Yashikirijwe na Ahmad.
[6]Yashikirijwe na Ahmad.
[7]Yashikirijwe na mwene Abu Haatim.

y'ibikoreshejwe na Ayah za Qor'ani n'ibikozwe mu kindi kintu, na canecane ko ikoreshwa rya Qor'ani muri nya gihe, ryari gutuma hakoreshwa n'ibindi, gutyo uburyo bwo kubangikanya bwari kuba bwuguruwe. Ni na co gituma Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze mu vyakiriwe na Zainabu umukenyezi wa Abdullah mwene Mas'udi iti:

"إِنَّ الرُّقَى وَالتَّمَائِمَ وَالتِّوَلَةَ شِرْكٌ"

"Mu vy'ukuri, kuvura hakoreshejwe amajambo adatomoye (ruqaa), ukwambara ibiheko no gukoresha uburozi (tiwala), ivyo vyose ni ibangikanyamana[8]".

"**Ruqaa**", ni ukuvura hakoreshejwe amajambo adatomoye mu nsiguro, hadakoreshejwe uburyo busanzwe bwemewe mw'idini. Ni nk'uko nyene kandi ibiheko vyambikwa abana mu kubakingira ijisho ribi, canke bikambikwa abakenyezi n'abarwaye indwara zifitaniye isano n'amajini. Ivyo vyose birabujijwe, ni ibintazi.

"**Tiwala**", ni ugukoresha uburozi butuma umugabo adashobora kurangura amabanga y'abubatse n'uwo bubakanye (kwanika), canke butuma umugabo yumvira umukenyezi wiwe muri vyose atabanje kwiyumvira. Ivyo rero Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabiharuye mw'ibangikanyamana; kuko harimwo ukwifashisha ijini n'amashetani.

Burya umurozi ashika ku vyo yipfuza mu kuroga akoresheje amajini n'amashetani mu kuyiyegereza ku vyo amutuma.

"**Khuyuutw**", ni mu bwoko bw'ibiheko. Uwambaye akanyuzi ku kuboko canke mw'izosi yizera ko ari ko kamukiza indwara (canke kayimukingira), aba akoze ikintu kibujijwe. Ni ngombwa rero ko nya kanyuzi agakura akagata.

---

[8] Yashikirijwe na Ahmadi.

## INGINGO YEREKEYE UBUROZI N'ABAROZI NO KWEREKANA UBURYO BWO KUVURA UWAROZWE

**Ikibazo**: Muri iki gihe, harakoreshwa kenshi uburozi no kuja ku barozi. Ni iyihe ngingo yerekeye ikoreshwa ry'uburozi no kuja ku barozi? Ni n'uburyo ubuhe burekuwe bwo kuvura uwarozwe?

**Inyishu**: Ukuroga ni kimwe mu bicumuro rutura bihonya, ahubwo buri no mu vyonona ubwislamu. Imana Allah Yaravuze Iti:

﴿وَاتَّبَعُوا مَا تَتْلُو الشَّيَاطِينُ عَلَى مُلْكِ سُلَيْمَانَ وَمَا كَفَرَ سُلَيْمَانُ وَلَكِنَّ الشَّيَاطِينَ كَفَرُوا
يُعَلِّمُونَ النَّاسَ السِّحْرَ وَمَا أُنْزِلَ عَلَى الْمَلَكَيْنِ بِبَابِلَ هَارُوتَ وَمَارُوتَ وَمَا يُعَلِّمَانِ مِنْ
أَحَدٍ حَتَّى يَقُولَا إِنَّمَا نَحْنُ فِتْنَةٌ فَلَا تَكْفُرْ فَيَتَعَلَّمُونَ مِنْهُمَا مَا يُفَرِّقُونَ بِهِ بَيْنَ الْمَرْءِ وَزَوْجِهِ
وَمَا هُمْ بِضَارِّينَ بِهِ مِنْ أَحَدٍ إِلَّا بِإِذْنِ اللَّهِ وَيَتَعَلَّمُونَ مَا يَضُرُّهُمْ وَلَا يَنْفَعُهُمْ وَلَقَدْ عَلِمُوا
لَمَنِ اشْتَرَاهُ مَا لَهُ فِي الْآخِرَةِ مِنْ خَلَاقٍ وَلَبِئْسَ مَا شَرَوْا بِهِ أَنْفُسَهُمْ لَوْ كَانُوا يَعْلَمُونَ.
وَلَوْ أَنَّهُمْ آمَنُوا وَاتَّقَوْا لَمَثُوبَةٌ مِنْ عِنْدِ اللَّهِ خَيْرٌ لَوْ كَانُوا يَعْلَمُونَ﴾

"Bakurikije ibisomwa n'amashetani (mu bantu) igihe c'ubwami bw'Intumwa Sulayimani (nyakugira amahoro y'Imana Allah), bibaza ko ikoreshwa ry'umuyaga n'amajini ico gihe vyari vyavuye ku mvo z'uburozi. Ntibikabe! Intumwa y'Imana Allah Sulayimani ntiyagararije, nta n'uburozi yize; mugabo amashetani yaragararije Imana Allah mu kwigisha abantu uburozi, abigisha n'ivyamanuriwe abamalayika "Haruti" na "Maruti" ahitwa "Babili" (muri Iraki) kugira ngo Imana Allah Igeragereze ibiremwa, kandi nta n'umwe bigisha batabanje kumubwira bati: "Mu vy'ukuri, twebwe turi ikigeragezo, ntugararize Imana Allah." Abantu rero baraheza bariga ivyokoreshwa mu gutandukanya umuntu n'umukenyezi wiwe. Bobo nta bushobozi bafise bwo kugirira nabi umuntu n'umwe, kiretse ku bushake bw'Imana Allah. Ni uko rero, baraheza biga ibibagirira ingaruka mbi mu kwemera, ata co bibungura kw'isi. Mu vy'ukuri, Abayahudi baramenye ko uwuzohitamwo kuroga yirengagije inyigisho ziri mu Gitabu c'Imana, ata co azotahira mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Kandi ni bibi cane ivyo bagujije imitima yabo, iyo baba bazi neza ibihano bibarindiriye. Iyo abiga ubwo burozi bemera bakanatinya Imana Allah bakayigamburukira, bari kuronka indishi nziza cane ivuye ku Mana Allah, iruta uburozi n'ico babukuramwo. Iyo baba bazi ivyo, ntibari kubuhitamwo" (Al-Baqara: 102-103).

Muri izi Ayah zibiri, Imana Allah Irigana ko amashetani yigisha abantu uburozi, kandi ko yagararije kubera ivyo; n'uko abamalayika babiri batigisha umuntu n'umwe batabanje kumubwira ko ivyo bamwigishije ari ubugarariji, na bo bakaba ari ikigeragezo; n'uko abiga uburozi biga ibibagirira ingaruka mbi, ata n'ico bibungura, kukaba nkako nta co bazotahira mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Bisigura ko ata co buzobungura haba ng'aha kw'isi canke mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

Muri izo Ayah kandi, Imana Allah Irerekana ko abarozi baroga, bahukanisha abubatse izabo, n'uko badashobora gutera umuntu ingaruka mbi ziturutse kuri nya burozi atari ku burenganzira bw'Imana Allah. Ivyo bisigura uburenganzira bwo gushikirwa n'ivyagezwe, si uburenganzira burekurira kuroga; kuko ibiba vyose biba ku burenganzira bwayo mu vyagezwe, nta kintu gishobora kuba aho ari ho hose mu gihe Imana Allah Idashatse ko kiba nk'uko vyagezwe. Imana Allah Iranatomora ko ukuroga guciye kubiri n'ukwemera hamwe no kugamburuka.

Muri ivyo vyose, umuntu aratahura ko ukuroga ari ibangikanyamana, ni no guhuba no kuvavanura n'ubwislamu mu gihe uwubikoze yoba yiyita ko ari umwislamu.

Mu vyashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu, vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), ni uko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"اجْتَنِبُوا السَّبْعَ المُوبِقاتِ! قُلنَا وَما هُنَّ يا رَسُولَ اللهِ؟ قَالَ: الشِّرْكُ بِاللهِ وَالسِّحْرُ، وَقَتْلُ النَّفْسِ الَّتِيْ حَرَّمَ اللهُ إِلَّا بِالحَقِّ، وَأَكْلُ الرِّبَا، وَأَكْلُ مَالِ اليَتِيْمِ، وَالتَّوَلِّيْ يَومَ الزَّحْفِ، وَقَذْفُ المُحْصَنَاتِ المُؤمِنَاتِ الغَافِلاتِ "

“Nimwirinde gukora ibihonya indwi!”. Duca tuyibaza duti: “Ntumwa y'Imana! Ivyo bihonya ni ibiki?”. Yarishuye iti: “Ni ukubangikanya Imana Allah no kuroga, ukwica umuntu Imana Allah Yazieririje ko yicwa kiretse mu gihe hubahirijwe ukuri, ukurya inyungu izira (riba), ukurya amatungo y'impfuvyi, ukugenza umugongo mu guhunga urugamba no kwambika ibara ryo gusambana abakenyezi bubatse izabo bemera Imana Allah batigera banarota na rimwe basambana””.

Muri iyo nyigisho, Intumwa irerekana ko ibangikanyamana n'ukuroga, biri mu bintu indwi bihonya. Ibangikanyamana rikaba ari co kintu gihambaye cane, rikaba ari n'igicumuro rutura gusumba vyose, harimwo n'ukuroga.

Ni co gituma Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabangabanganije ibangikanyamana no kuroga, kuko abarozi ntibashika ku co bipfuza mu kuroga batabanje gusenga amashetani no kuyiyegereza mu vyo akunda mu gusaba, mu gukerera, mu kwiyemeza gukora ikintu no mu gusaba imfashanyo, n'ibindi.

Al-Nasaa-iy yarashikirije inyigisho y'intumwa yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti:

"مَنْ عَقَدَ عُقْدَةً ثُمَّ نَفَثَ فِيْهَا فَقَدْ سَحَرَ ، وَمَنْ سَحَرَ فَقَدْ أَشْرَكَ، وَمَنْ تَعَلَّقَ شَيْئًا وُكِّلَ إِلَيْهِ "

"Uwupfunditse ipfundo mu ntumbero yo kuroga hanyuma akarihuhamwo nk'uwuvuma, ni ukuri aba aroze. Uwuroze na we aba abangikanije Imana Allah. Uwishimikije ikintu ico ari co cose na we arondera ko kimwungura, ivyiwe bishingwa nya kintu, Imana Allah Ikamukurako amaboko".

Iyo ni na yo nsiguro ya Ayah: ﴿وَمِنْ شَرِّ النَّفَّاثَاتِ فِي الْعُقَدِ﴾

"N'inabi y'abahuha mu mapfundo mu kuroga" (Al-Falaq: 4). Abamenyi b'insobanuro ya Qor'ani bavuze bati: "Abo ni abagore baroga mu gupfundika amapfundo, bagaheza bakayahuhamwo bavuga amajambo y'ibangikanyamana yo kwiyegereza ku mashetani, kugira abashikane ku co bipfuza mu kugirira nabi canke kurenganya abantu".

Abamenyi mu vy'ukuri ntibahuza ku ngingo yerekeye umurozi, ko yosabwa kwigaya hanyuma akababarirwa, canke ko yokwicwa uko biri kwose mu gihe vyomenyekana ko aroga, atarinze gusabwa kwigaya! Ingingo ya kabiri yuko yokwicwa, ni yo yemewe; kuko ukubandanya abana n'abantu (b'abislamu) kurababangamira, kandi kenshi na kenshi ntiyigaya vy'ukuri.

Abashigikiye iyo ngingo, bayemeza kuko Omari (Imana Allah Imwishimire) yategetse ko abarozi bicwa atanabanje kubasaba kwigaya, kandi ari na we ndongozi igira kabiri mu ndongozi nziza, Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yategetse ko imigenzo yazo yokurikizwa[9].

Ibindi vyemezo bisunga, ni ivyashikirijwe na Al-Tirmidhiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah), mu vyakiriwe na Jundubi mwene Abdullah Al-Bajliy ku Ntumwa y'Imana Allah (marfuu'u), canke mu

[9]Mu nyigisho yakiriwe na Irbaadwi mwene Saariya, ni uko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Muragendera inyigisho n'imigenzo vyanje hamwe n'imigenzo y'indongozi nziza zifashwe mu mugongo n'Imana Allah".

vyashikirijwe na Jundubi l-Khayr Al-Azdiy (mawquuf), ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"حَدُّ السَّاحِرِ ضَرْبُهُ بِالسَّيْفِ "

"Igihano c'umurozi ni ukwicwa n'umupanga". Hari bamwe mu bamenyi banditse iyo nyigisho nk'uku gukurikira:

"حَدُّ السَّاحِرِ ضَرْبُهُ بِالسَّيْفِ "

"Igihano c'umurozi ni ukwicishwa umupanga".

Mu vyakiriwe na Hafswa umuvyeyi w'abemera (Imana Allah Imwishimire), ni uko yategetse umukobwa yamukorera igihe yamuroga, ko yicwa atabanje gusabwa kwigaya. Al-Imamu Ahmad (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ko ukwica umurozi atabanje gusabwa kwigaya, vyakiriwe n'ingendanyi zitatu z'Intumwa (nyakugira amahoro n'Impuhwe z'Imana Allah). Izo ngendanyi ni Omari, Jundubi na Hafswa.

Mu vyo twadondaguye rero, biraboneka ko kuja ku murozi canke kumubaza ikintu ico ari co cose bitarekuwe, eka no kwemera ivyo abarozi bavuga ntibirekuwe. Ni nk'uko bitarekuwe kuja kwa senyagara no ku bapfumu (ba rumenyi). Ni ngombwa rero ko umurozi yicwa mu gihe hamenyekanye ko aroga mu kuvyemanga we nyene, canke ku kwagirizwa n'ivyabona vy'ukuri. Muri ico gihe rero ntabanza gusabwa kwigaya.

Nayo ukuvura uburozi, kuba hakoreshejwe uburyo bwo kuvura hisunzwe ukwemera kislamu (ruq-ya) n'imiti irekuwe gukoreshwa.

Mu bintu kirumara mu kuvura uwarozwe, ni ukumusomera igisomwa "Al-Faatiha" hamwe no guhuha nk'uwuvuma, "Ayatu l-kursiy" n'izindi Ayah zivura uburozi ziri mu bisomwa: "Al-A'raaf", "Yunusu", "Twaahaa", "Al-Kaafiruuna", "Al-Ikh-laasw", "Al-Falaq" na "An-Naas".

Ni vyiza rero mu gihe co gusoma, gusubiramwo ibi bisomwa bitatu (vya nyuma) incuro zitatu, hamwe no gusaba igisabisho kirekuwe kizwi ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora igisoma mu kuvura abarwaye. Na co ni:

**"اللَّهُمَّ رَبَّ النَّاسِ أَذْهِبِ الْبَأْسَ، اشْفِ أَنْتَ الشَّافِيْ، لَا شِفَاءَ إِلَّا شِفَاؤُكَ شَفَاءً لَا يُغَادِرُ سَقَمًا"**

"ALLAAHUMMA RABBA NNAASI! ADH-HIBI L-BA-SA, ISHFI ANTA SSHAAFII, LAA SHIFAA-A ILLAA SHIFAA-UKA, SHIFAA-AN LAA YUGHAADIRU SAQAMAN". (*Ewe Mana yanje Nzima! Mana Rurema w'abantu! Kura akabi n'akabibi! Kiza! Ni Wewe Rukiza ata gukiza gushoboka kiretse ugukiza kuvuye iwawe, ugukiza kudasigaza indwara n'imwe*). Araheza rero agasubiramwo iki gisabisho incuro zitatu.

Araheza agasoma kandi ivyo umumalayika Jibrili yahora asomera Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu kuyivura. Yavuga ati:

"بِسْمِ اللهِ أَرْقِيْكَ مِنْ كُلِّ شَيْئٍ يُؤْذِيْكَ مِنْ شَرِّ كُلِّ نَفْسٍ أَوْ عَيْنٍ حَـــاسِدٍ، اللهُ يَشْفِيْكَ، بِسْمِ اللهِ أَرْقِيْكَ "

"BISMI LLAAHI ARQIIKA MIN KULLI SHAY-IN YU-DHIIKA MIN SHARRI KULLI NAFSIN AW AYNI HAASIDIN, ALLAAHU YASHFIIKA. BISMI LLAAHI ARQIIKA[10]". (*Kw'izina ry'Imana Allah ndagusomeye ndakuvura ikintu cose kikubangamiye, inabi y'ikiremwa ico ari co cose canke ijisho ribi ry'umunyeshari. Imana Allah Igukize. Kw'izina ry'Imana Allah ndagusomeye ndakuvura*).

Iki gisabisho co kuvura agisubiramwo incuro zitatu. Kiri no mu bisabisho kirumara cane vyo kuvura ku bushobozi bw'Imana Allah.

Kiri no mu bifasha kuvura, guta canke gukura ikintu cose umuntu yiyumvira ko cakoreshejwe mu kuroga, caba ubwoya, inyuzi zipfunditswe canke ikindi coba carakoreshejwe mu kuroga, hamwe rero no kwitwararika uwarozwe mu kumusomera ibisabisho bikingira. Muri vyo ni:

"أَعُوْذُ بِكَلِمَاتِ اللهِ التَّامَّاتِ مِنْ شَرِّ مَا خَلَقَ "

"A'UUDHU BIKALIMAATI LLAAHI TTAAMMAATI MIN SHARRI MAA KHALAQA[11]", (*Ndikinze ku majambo y'Imana Allah atunganye (atagabanijwe), ankingire inabi y'ivyo Yaremye*). Araheza rero akagisoma incuro zitatu mu gitondo no ku mugoroba. Arasoma kandi ibisomwa bitatu twamaze kuvuga bikingira incuro zitatuzitatu inyuma yo gusenga mu mutwenzi no ku kirengazuba, akanasoma Ayatu l-Kursiy ahejeje gusenga no mu gihe co kuryama.

Birabereye gusoma mu gitondo no ku mugoroba ati:

"بِسْمِ اللهِ الذِي لَا يَضُرُّ مَعَ اسْمِهِ شَيْءٌ فِي الأَرْضِ وَلَا فِي السَّمَاءِ وَهُوَ السَّمِيعُ العَلِيمُ "

"BISMI LLAAHI LLADHII LAA YADWURRU MA'A SMIHII SHAY-UN FI L-ARDWI WALAA FI SSAMAA-I WAHUWA SSAMII'U L'ALIIM[12]". (*Kw'Izina ry'Imana Allah, Yo ahavuzwe Izina ryayo ata gishikirwa n'inabi kw'isi canke mw'ijuru. Kandi Iyo Mana Allah, Ni Nyenukwumva, Nyenubumenyikurivyose*).

---

[10]Yakiriwe na Abu Sai'idi (Imana Allah Imwishimire). Yashikirijwe na Muslim.
[11]Yakiriwe na Khawla mwene Al-Haakim. Yashikirijwe na Muslim.
[12]Yakiriwe na Othmaani mwene Affaani. Yakiriwe na Abu Dawud.

Agisoma incuro zitatu nk'uko vyakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yiyumvira ineza iturutse ku Mana Allah, yemera kandi ko Imana Allah ari Yo Ituma imiti ikora, Ikaba ari na Yo Ivura umurwayi mu gihe Ishakiye, kuko mu vy'ukuri ibisabisho bikingira hamwe no gukoresha imiti, ni impamvu gusa umuntu yitwaza, ariko Imana Allah ni Yo Ikiza.

Kubera ivyo rero, araheza akizera gusa Imana Allah, azi ko ahasigaye ari imvo umuntu yitwaza zikamugirira akamaro mu gihe Imana Allah Ibishatse, Yabishaka naho nya mvo ntizigire ico zimara, hisunzwe intumbero y'Imana Allah Ifise ku kintu cose. Ni na Yo Mushoboravyose, Izi ikintu cose, nta wushobora guhagarika ico Yatanze, eka nta n'uwushobora gutanga ico Yahagaritse, nta n'uwushobora gusubiza inyuma ico Yageze ngo kibe, ni Nyeninganji, Nyenugushimagizwa, Mushoboravyose, Nyenugushoboza.

## INGINGO YEREKEYE UKWITSITA KU MPOME ZA AL-KA'BA NO KU KIYAMBITSWE

**Ikibazo**: Ni iyihe ngingo yerekeye ukwitsita ku mpome za Al-K'aba, ku kiyambitswe, ku buhagararo bwa Ibrahimu no kw'ibuye ryirabura?

**Inyishu**: Ingingo yerekeye ivyo vyose, ni uko ari ivyadukano, ntibirekuwe; kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) itigeze ibigira.

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

"مَنْ عَمِلَ عَمَلًا لَيْسَ عَلَيْهِ أَمْرُنَا فَهُوَ رَدٌّ"

"Uwuzokora ikintu yadukanye kitari mu vyo twigishije, ntikizokwemerwa, kizomugarukako[13]".

Yaravuze kandi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti:

"مَنْ أَحْدَثَ فِي أَمْرِنَا هَذَا مَا لَيْسَ مِنْهُ فَهُوَ رَدّ"

"Uwuzokwadukana ikintu gishasha mw'idini ryacu, kitakozwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), canke kitigishijwe na yo, kizomugarukako[14]".

Yaravuze kandi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti:

"وَإِيَّاكُمْ وَمُحْدَثَاتِ الْأُمُوْرِ، فَإِنَّ كُلَّ مُحْدَثَةٍ بِدْعَةٌ، وَكُلَّ بِدْعَةٍ ضَلَالَةٌ "

"Nimwiyubare muvavanure n'ugutanguza bishasha mw'idini. Mu vy'ukuri itanguzwa ry'ikintu gishasha cose mw'idini ni icadukano, kandi icadukano cose mw'idini kirahuvya[15]".

Iyo rero umuntu yitsise ku mpome canke icambitswe Al-Ka'ba, yizeye ko aronka imigisha ivuye kuri nya mpome canke icambitswe Al-Ka'ba, aba abangikanije Imana Allah ibangikanya rikuru. Nayo mu gihe yobigira yizeye ko nya mpome canke icambitswe Al-Ka'ba bihezagiwe; n'uko birekuwe kubisoma, ukwo kuvyitsitako kuba ari icadukano mw'idini.

Ikirekuwe rero, ni ugusoma ibuye ryirabura gusa akanarikorako. Uwo ni wo mugenzo wagizwe n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Ni nk'uko nyene ageze ku mfuruka ya Al-Ka'ba y'amaja epfo, araheza akayikorako ntayisome avuga ati: "بِسْمِ اللهِ وَاللهُ أَكْبَرُ "

"Kw'Izina ry'Imana Allah, Imana Allah ni Yo Nkuru, nikuzwe."

---

[13]Yakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire). Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[14]Yakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire). Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[15]Yakiriwe na Irbaadwi mwene Saariya. Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy.

Igihe Omari (Imana Allah Imwishimire) yasoma ibuye ryirabura, yavuze ati:

"إِنِّي أَعْلَمُ أَنَّكَ حَجَرٌ، لَا تَضُرُّ وَلَا تَنْفَعُ، وَلَوْ لَا أَنِّي رَأَيْتُ النَّبِيَّ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ يُقَبِّلُكَ مَا قَبَّلْتُكَ"

"Jewe mu vy'ukuri ndazi neza ko wewe uri ibuye, nta ngaruka mbi wotera umuntu, eka nta n'ico womumarira. Iyo ntaza kuba narabonye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igusoma, sinari kugusoma[16]." Twebwe rero dusoma iryo buye ku kwigana no gukurikiza umugenzo w'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), si ryo turonderako imigisha.

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"خُذُوْا عَنِّي مَنَاسِكَكُمْ "

"Nimwakire mu vyo nigishije, imigirwa yanyu yo gushengerera ingoro ntagatifu[17]". Yaravuze kandi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti:

"صَلُّوْا كَمَا رَأَيْتُمُوْنِي أُصَلِّيْ"

"Nimusenge nk'uko mwambonye nsenga[18]". Kubera ivyo rero, dusenga nk'uko yasenga, tugashengerera ingoro ntagatifu nk'uko yayishengerera (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Ntitwigaragurira ku buhagararo bwa Ibrahimu canke ku mpome za Al-Ka'ba, ku madirisha canke ku cambitswe Al-Ka'ba kuko ivyo vyose ata shingiro bifise mw'idini, biri no mu vyadukano.

Nayo uguhagarara ahitwa "Multazam" kuba mu ntumbero yo kwiyegereza ku Mana Allah mu kwicisha bugufi, ntikuba mu ntumbero yuko hatanga imigisha.

Biri nk'uko nyene mu gihe yokwinjira muri Al-Ka'ba yamaze kuyikikura no kuvuga ikuzwa ry'Imana Allah mu kuyikikura, canke akayihobera, agaheza agashira igikiriza n'amaboko kuri yo agasaba (ivyo ashaka). Ukwo ni ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabigenjeje. Nta kabi rero kari mu kubikora, ahubwo harimwo ukwiyegereza ku Mana Allah.

---

[16]Yashikirijwe na Al-Bukhariy.
[17]Yakiriwe na Jaabiri. Yashikirijwe na Muslim.
[18]Yakiriwe na Maliki mwene Al-Huwayrith. Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

## UBURYO BWO GUTUNGANYA ISUKU RYO GUSENGA

Isuku ryo gusenga (gutawaza), ni ikintu gisabwa kugira isengesho ryemerwe. Imana Allah Yaravuze Iti:

﴿يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آمَنُوا إِذَا قُمْتُمْ إِلَى الصَّلَاةِ فَاغْسِلُوا وُجُوهَكُمْ وَأَيْدِيَكُمْ إِلَى الْمَرَافِقِ وَامْسَحُوا بِرُءُوسِكُمْ وَأَرْجُلَكُمْ إِلَى الْكَعْبَيْنِ﴾

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwashaka guhaguruka muja gusenga, muraheza mutunganye isuku ryo gusenga, mwoze mu maso, amaboko yanyu hamwe n'inkokora, muhanagure ku mutwe, mushoke mwoza amaguru yanyu hamwe n'ijisho ry'ikirenge" (Al-Maa-ida: 6). Ukwo ni ko Imana Allah Yategetse abemeramana mu gisomwa c'Imeza.

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

"لَا تُقْبَلُ صَلَاةٌ بِغَيْرِ طُهُورٍ"

"Isengesho ntiryemerwa hatabanje gutunganywa isuku ryo gusenga[19]". Yaravuze kandi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti:

"لَايَقْبَلُ اللهُ صَلَاةَ أَحَدِكُمْ إِذَا أَحْدَثَ حَتَّى يَتَوَضَّأَ"

"Imana Allah ntiyemera isengesho ry'umwe muri mwebwe, mu gihe ashikiwe n'ivyonona isuku ryo gusenga gushika asubiremwo nya suku[20]". Ni ngombwa rero gutunganya isuku ryo gusenga.

Mu gutunganya isuku ryo gusenga, habanza gutunganywa isuku ry'ubwambure. Iyo umuntu yitumye canke akihagarika, araheza agakoresha amazi mu kwoza amasobwe n'amazirantoke ku bwambure bwiwe, canke akihanaguza akamanyu k'itafari, ibuye, ikinonko, agatambara canke agakatarasi (katanyerera). Ivyo vyose bitegerezwa kuba bisukuye, gutyo akihanaguza kimwe muri vyo incuro zitatu canke zirenga, kugeza aho ahari ibihumanya vyazananye mu bwambure bw'imbere canke bw'inyuma haca.

Ugukoresha amazi, ni vyo vyiza cane. Mu gihe naho yokoresha uburyo bwo kwoza n'amazi hamwe n'ubwo guhanagura, vyoba vyiza cane kurusha.

Hanyuma agaca atunganya isuku ryo gusenga ritegetswe:

---


[19]Yashikirijwe na Muslim.
[20]Yakiriwe na Abu Hurayra. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

1. Atangura avuga ati: “BISMI LLAAH” (*Ntanguye kw'Izina ry'Imana Allah*), ukwo ni ko vyigishijwe. Hari bamwe mu bamenyi babona ko ari ngombwa kuvuga “BISMI LLAAH” ugitangura gutunganya iryo suku.

2. Agaheza akoza ibiganza vyiwe incuro zitatu. Ukuvyoza incuro zitatu ni vyo vyiza cane.



3. Agaca yiyugumura akanaduza amazi mu zuru incuro zitatu. Adahisha ikiganza incuro zitatu.




4. Akoza mu maso incuro zitatu ahereye ku bumerero bw'umushatsi amanuka gushika ku gasakanwa, no guhera ku gutwi gushika ku kundi. Ukwo ni ko kwoza mu maso.



5. Agaheza akoza amaboko ahereye ku mitwe y'intoki gushika mu nkokora. Mu nkokora na ho nyene harozwa. Ahera ku kuryo hanyuma agakurikiza ukubamfu. Ivyo bikorwa n'umugore nk'uko bikorwa n'umugabo.



6. Hanyuma agaca ahanagura ku mutwe hamwe n'amatwi. Ivyo bikorwa n'umugore nk'uko bikorwa n'umugabo.



7. Hanyuma agaheza akoza ikirenge c'ukuryo hamwe n'amaso yaco incuro zitatu, agahereza ku kirenge c'ukubamfu hamwe n'amaso yaco incuro zitatu.



Agaheza rero agashikana haruguru gato y'amaso y'ibirenge. Biri mu migenzo y'intumwa kugira incuro zitatuzitatu mu kwiyugumura hamwe no gushikana amazi mu zuru, kwoza mu maso, kwoza amaboko hamwe n'ibirenge. Nayo uguhanagura ku mutwe hamwe n'amatwi, ni rimwe gusa. Uwo ni wo mugenzo w'intumwa.

Mu gihe atokwoza mu maso kiretse incuro imwe gusa akahakwiragiza amazi, hanyuma akoza amaboko incuro imwimwe agakwiragiza amazi, hanyuma akagira nk'uko nyene mu kwoza amaguru incuro imwimwe canke incuro zibirizibiri, ivyo biba bikwiye. Ariko rero ukwoza incuro zitatuzitatu, ni vyo vyiza cane.

Vyarakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko vyashika agatunganya isuku ryo gusenga mu kwoza incuro imwimwe canke incuro zibirizibiri canke zitatuzitatu; vyose biremewe. Haragashimagizwa Imana Allah.

Itegeko rero ni ukwoza igihimba cose incuro imwimwe akagikwiragiza neza amazi, akiyugumura akanashikana amazi mu zuru incuro imwe. Mu gihe yokwoza incuro zibirizibiri, ni vyiza; mu gihe naho yokwoza incuro zitatuzitatu biba ari vyo vyiza gusumba.

Ahejeje kugira ivyo, aba ahejeje gutunganya isuku ryo gusenga. Araheza rero agaca avuga ati:

**"أَشْهَدُ أَن لَّا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ وَأَشْهَدُ أَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُهُ وَرَسُوْلُهُ، اللَّهُمَّ اجْعَلْنِيْ مِنَ التَّوَّابِيْنَ وَاجْعَلْنِيْ مِنَ الْمُتَطَهِّرِيْنَ"**

"ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH. ALLAHUMMA J'ALNII MINA TTAWWAABIINA WA-J'ALNII MINA L-MUTATWAHHIRIINA", (*Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa. Ndemeye kandi ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko Muhamadi ari umuja n'Intumwa yayo. Mana yanje Nzima! Nshira mu bantu bigaya, Unshire no mu bantu barangwa n'isuku ry'umutima n'umubiri*).

Ukwo ni ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yigishije ingendanyi zayo (Imana Allah Izishimire), aho yavuze iti:

**"مَـــا مِنْكُمْ مِنْ أَحَدٍ يَتَوَضَّأُ فَيُسْبِغُ الْوُضُوْءَ، ثُمَّ يَقُوْلُ: "أَشْهَدُ أَن لَّا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ وَأَشْهَدُ أَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُهُ وَرَسُوْلُهُ"؛ إِلَّا فُتِحَتْ لَهُ أَبْوَابُ الْجَنَّةِ الثَّمَـــانِيَةُ يَدْخُلُ مِنْ أَيِّهَا شَاءَ"**

"Nta n'umwe muri mwebwe atunganya isuku ryo gusenga, agashikana amazi neza ku bihimba bitegetswe kwoza, hanyuma agaca avuga ati: "ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAH-DAHUU LAA SHARIIKA LAHU, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH", kiretse ko yugururirwa imiryango umunani y'Ubwami bw'ijuru, akazobwinjiramwo aciye mu wo ashatse[21]".

[21] Yakiriwe na Uqba mwene Aamiri yayumvise kwa Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Ibishimire bompi). Yashikirijwe na Muslim.

Mu vyashikirijwe na Al-Tirmidhiy yongeyeko ati:

"اللَّهُمَّ اجْعَلْنِيْ مِنَ التَّوَّابِيْنَ وَاجْعَلْنِيْ مِنَ الْمُتَطَهِّرِيْنَ"

"ALLAHUMMA J'ALNII MINA TTAWWAABIINA WA-J'ALNII MINA L-MUTATWAHHIRIINA", (*Mana yanje Nzima! Nshira mu bantu bigaya, Unshire no mu bantu barangwa n'isuku ry'umutima n'umubiri*).

Ico gisabisho rero, gisomwa n'umugabo canke umugore inyuma yuko ahejeje gutunganya isuku ryo gusenga.

Gushika ng'aha urashoboye kumenya uburyo isuku ryo gusenga ritunganywa, rikaba ari na rwo rufunguruzo rwo gutangura isengesho, twisunze inyigisho y'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aho ivuga iti:

"مِفْتَاحُ الصَّلَاةِ الطُّهُوْرُ، وَتَحْرِيْمُهَا التَّكْبِيْرُ، وَتَحْلِيْلُهَا التَّسْلِيْمُ "

"Urufunguruzo rw'isengesho, ni itunganya ry'isuku ryo gusenga. Iziririzwa ryo kuvuga ibitajanye n'isengesho na ryo, ni ikuzwa ry'Imana Allah (takbiiratu l-ihraam). Irekurirwa ryo kuvuga ibitajanye n'isengesho na ryo, ni ukuramutsa[22]".

[22]Yakiriwe na Ali (Imana Allah Imwishimire). Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

## AMAJAMBO AGENEWE GUKORESHWA MU KUNINAHAZA NO MU GUSABA IMANA ALLAH MU GIHE CO KURARIKWA KUJA GUSENGA N'INYUMA Y'AHO

**1.** Mu nyigisho yakiriwe na Abu Sa'iidi Al-Khudriy (Imana Allah Imwishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"إِذَا سَمِعْتُمُ النِّدَاءَ فَقُوْلُوْا مِثْلَ مَا يَقُوْلُ المُؤَذِّنُ "

"Nimwumva irarikwa ryo kuja gusenga, muraheza musubiremwo nk'uko uwurarika avuga[23]".

**2.** Mu nyigisho yakiriwe na Jaabiri mwene Abdillahi (Imana Allah Imwishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

**"مَنْ قَالَ حِيْنَ يَسْمَعُ النِّدَاءَ: "اللَّهُمَّ رَبَّ هَذِهِ الدَّعْوَةِ التَّامَّةِ وَالصَّلَاةِ الْقَائِمَةِ آتِ مُحَمَّدًا الوَسِيْلَةَ وَالْفَضِيْلَةَ وَابْعَثْهُ مَقَامًا مَحْمُوْدًا الَّذِيْ وَعَدتَّهُ"، حَلَّتْ لَهُ شَفَاعَتِيْ يَوْمَ الْقِيَامَةِ"**

"Uwuvuze mu gihe yumvise irarikwa ryo kuja gusenga ati: "ALLAAHUMMA RABBA HAADHIHI DDA'WATI TTAAMMAH, WASSWALAATI L-QAA-IMAH, AATI MUHAMMADANI L-WASIILATA WALFADWIILAH, WAB'ATH-HU MAQAAMAN MAHMUUDANI LLADHII WA'ATTAH[24]", (*Mana yanje Nzima! Ewe Mana Rurema y'iri hamagara ritunganye, n'isengesho ritsimbatajwe! Ndagusavye ko Woha Intumwa Muhamadi icubahiro co hejuru mu Bwami bw'ijuru, n'icubahiro co hejuru y'ibiremwa vyose. Wongere Umuzure afise igihagararo Wamusezeraniye gishimwa n'ibiremwa),* azoronka uburenganzira bw'uko ndamuvugira ku musi w'umuhero".

Al-Baihaqiy mu nyigisho yashikirije, yaheraheje ico gisabisho yongeyeko ati:

**"إِنَّكَ لَا تُخْلِفُ الْمِيْعَادَ "**

"INNAKA LAA TUKHLIFU L-MII'AAD", (*Wewe mu vy'ukuri nturenga kw'isezerano*).

**3.** Mu nyigisho yakiriwe na Sa'di mwene Waqqaasw (Imana Allah Imwishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

---

[23] Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[24] Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

"مَنْ قَالَ حِيْنَ يَسْمَعُ الْمُؤَذِّنَ: "أَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، وَأَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُهُ وَرَسُوْلُهُ، رَضِيْتُ بِاللهِ رَبًّا وَبِمُحَمَّدٍ رَسُوْلًا وَبِالْإِسْلَامِ دِيْنًا"، غُفِرَ لَهُ ذَنْبُهُ".

"Uwuvuze mu gihe yumvise uwurarikira kuja gusenga ati: "ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAH-DAHUU LAA SHARIIKA LAHU, WA-ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUHU, RADWIITU BILLAAHI RABBAN WABIMUHAMMADIN RASUULAN, WABIL-ISLAAMI DIINAN", (*Ndemeye ku mutima wanje, ndatuye ku rurimi rwanje nemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Yonyene Itabangikanijwe, n'uko Muhamadi ari umuja akaba n'Intumwa yayo. Ndashimishwa n'uko Allah ari Yo Mana yanje Rurema, n'uko Muhamadi ari yo Ntumwa yanje, n'uko ubwislamu ari ryo dini ryanje)*, azobabarirwa ibicumuro vyiwe[25]".

**4.** Mu nyigisho yakiriwe na Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Imwishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Iyo uwurarikira kuja gusenga avuze ati:

"اللهُ أَكْبَرُ اللهُ أَكْبَرُ"، فَقَالَ أَحَدُكُمْ: "اللهُ أَكْبَرُ اللهُ أَكْبَرُ". ثُمَّ قَالَ: "أَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ". قَالَ: "أَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ"، ثُمَّ قَالَ: "أَشْهَدُ أَنَّ مُحَمَّدًا رَسُوْلُ اللهِ"، قَالَ: "أَشْهَدُ أَنَّ مُحَمَّدًا رَسُوْلُ اللهِ"، ثُمَّ قَالَ: "حَيَّ عَلَى الصَّلَاةِ"، قَالَ: "لَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ"، ثُمَّ قَالَ: "حَيَّ عَلَى الْفَلَاحِ"، قَالَ: "لَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ"، ثُمَّ قَالَ: "اللهُ أَكْبَرُ اللهُ أَكْبَرُ"، قَالَ: "اللهُ أَكْبَرُ اللهُ أَكْبَرُ"، ثم قال: "لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ". قَالَ: "لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ" مِنْ قَلْبِهِ، دَخَلَ الْجَنَّةَ.

"ALLAAHU AKBAR", umwe muri mwebwe na we agasubiramwo ati: "ALLAAHU AKBAR"; hanyuma yavuga ati: "ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAH", na we agasubiramwo ati: "ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLA LLAAH"; hanyuma yavuga ati: "ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN RASUULU LLAAH", na we agasubiramwo ati: "ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN RASUULU LLAAH"; hanyuma yavuga ati: "HAYYA ALA SSWALAAH", na we akavuga ati: "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH"; hanyuma yavuga ati: "HAYYA ALA L-FALAAH", na we akavuga ati: "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH"; hanyuma yavuga

[25] Yashikirijwe na Muslim.

ati: “ALLAAHU AKBAR, ALLAAHU AKBAR”, na we akavuga ati: “ALLAAHU AKBAR, ALLAAHU AKBAR”; hanyuma yavuga ati: “LAA ILAAHA ILLA LLAAH”, na we akavuga ati: “LAA ILAAHA ILLA LLAAH”. Ivyo vyose rero agaheza akabisubiramwo bivuye ku mutima wiwe, azokwinjira mu Bwami bw'ijuru[26]”.

**5.** Mu nyigisho yakiriwe na Abdullahi mwene Amri mwene Al'Aaswi (Imana Allah Ibishimire), yavuze ko yumvise Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"إِذَا سَمِعْتُمُ الْمُؤَذِّنَ فَقُوْلُوْا مِثْلَ مَا يَقُوْلُ، ثُمَّ صَلُّوْا عَلَيَّ فَإِنَّهُ مَنْ صَلَّى عَلَيَّ صَلَاةً، صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ بِهَا عَشْرًا. ثُمَّ سَلُوا اللهَ لِيَ الْوَسِيْلَةَ، فَإِنَّهَا مَنْزِلَةٌ فِي الْجَنَّةِ لَا تَنْبَغِيْ إِلَّا لِعَبْدٍ مِنْ عِبَادِ اللهِ، وَأَرْجُوْ أَنْ أَكُوْنَ أَنَا هُوَ، فَمَنْ سَأَلَ لِيَ الْوَسِيْلَةَ حَلَّتْ لَهُ الشَّفَاعَةُ "

“Nimwumva uwurarikira kuja gusenga, muraheza musubiremwo nk'uko avuga, hanyuma munsabire ku Mana Allah. Mu vy'ukuri, uwunsabiye ku Mana Allah incuro imwe, Imana Allah Imuhayagiza mu batoni bayo incuro cumi. Hanyuma mushoke munsabira ku Mana Allah icubahiro co hejuru mu Bwami bw'ijuru (alwasiila), mu vy'ukuri ni urwego rwo hejuru mu Bwami bw'ijuru, nta wundi arukwiye kiretse umuja mu baja b'Imana Allah, kandi ndizeye ko uyo muja ari jewe. Kubera ivyo rero, uwunsabiye icubahiro co hejuru mu Bwami bw'ijuru, azoba arekuriwe ko ndamuvugira[27]”.

---

[26]Yashikirijwe na Muslim.
[27]Yashikirijwe na Muslim.

## IBISABISHO BIKORESHWA MU GIHE CO KWINJIRA NO GUSOHOKA MU MUSIGITI

**1)** Mu nyigisho yakiriwe na Abu Humaydi canke Abu Usaydi (Imana Allah Ibishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"إِذَا دَخَلَ أَحَدُكُمُ الْمَسْجِدَ فَلْيَقُلْ: "اللَّهُمَّ افْتَحْ لِيْ أَبْوَابَ رَحْمَتِكَ"، وَإِذَا خَرَجَ فَلْيَقُلْ: "اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ مِنْ فَضْلِكَ""

"Nihagira muri mwebwe uwinjira mu musigiti, aravuga ati: "ALLAAHUMMA FTAH LII AB-WAABA RAHMATIKA". (*Mana yanje Nzima! Nyugururira imiryango y'impuhwe zawe*). Niyasohoka naho aravuga ati: "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA MIN FADW-LIKA", (*Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndagusavye Umpe mu ngabirano zawe*)[28]".

**2)** Mu nyigisho yakiriwe na Abdullahi mwene Amri mwene Al'Aasw (Imana Allah ibishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu gihe yinjiye mu musigiti yahora ivuga iti:

"أَعُوْذُ بِاللهِ الْعَظِيْمِ، وَبِوَجْهِهِ الْكَرِيْمِ، وَسُلْطَانِهِ الْقَدِيْمِ، مِنَ الشَّيْطَانِ الرَّجِيْمِ "

"A'UUDHU BILLAAHI L'ADHWIIM, WABIWAJ-HIHI L-KARIIM, WASULTWAANIHI L-QADIIM MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM", (*Ndikinze ku Mana Allah, ku cubahiro cayo no ku bwami bwayo butagira intango n'iherezo, ko Yonkingira inyosha mbi za shetani yavumwe*). (Uqba mwene Muslim) yaciye abaza (Haywa mwene Shurayhi) ati: "Iyo nyigisho iherera ng'aho gusa?". (Haywa) aca amwishura ati: "Ego cane!". (Uqba na we) aca avuga asozera ati: "Iyo rero uwinjiye mu musigiti avuze ico gisabisho, shetani ica ivuga iti: "Burya rero arakingiwe inyosha mbi zanje umusi wose[29]".

**3)** Mu nyigisho yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"إِذَا دَخَلَ أَحَدُكُمُ الْمَسْجِدَ فَلْيُسَلِّمْ عَلَى النَّبِيِّ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ وَلْيَقُلْ: "اللَّهُمَّ افْتَحْ لِيْ أَبْوَابَ رَحْمَتِكَ"، وَإِذَا خَرَجَ فَلْيُسَلِّمْ عَلَى النَّبِيِّ وَلْيَقُلْ: "اللَّهُمَّ اعْصِمْنِيْ مِنَ الشَّيْطَانِ الرَّجِيْمِ"".

---

[28] Yashikirijwe na Muslim.
[29] Yashikirijwe na Abu Dawud.

"Nihagira muri mwebwe uwinjira mu musigiti, araheza asabire amahoro Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yongere avuge ati: "ALLAAHUMMA FTAH LII AB-WAABA RAHMATIKA". (*Mana yanje Nzima! Nyugururira imiryango y'impuhwe zawe*). Niyasohoka naho nyene arasabira amahoro Intumwa ace avuga ati: "I'SWIMNII MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM[30]". (*Nkingira inyosha mbi za shetani*).

---

[30]Yashikirijwe na Ibnu Maaja.

## UKUNTU INTUMWA (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana allah) YASENGA

Nihashimagizwe Imana Allah Yonyene, amahoro n'impuhwe bisasagare ku muja n'Intumwa yayo, umuvugishwamana wacu Muhamadi, umuryango wiwe n'ingendanyi ziwe.

Iyi ni insiguro mu ncamake y'ukuntu Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yasenga. Nipfuje kuyishikiriza umwislamu yaba umugabo canke umugore, kugira uwuyisomye wese yihatire kwigana iyo Ntumwa ku kuntu yasenga. Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"صَلُّوْا كَمَا رَأَيْتُمُوْنِيْ أُصَلِّيْ"

"Nimusenge nk'uko mwambonye nsenga[31]".

Iyo nsiguro rero iri uku gukurikira:

**1.** Aratunganya neza isuku ryo gusenga. Na ryo ni ugutunganya isuku ryo gusenga nk'uko Imana Allah Yategetse, hisunzwe ijambo ry'Imana Allah:

﴿يَا أَيُّهَا الَّذِينَ آمَنُوا إِذَا قُمْتُمْ إِلَى الصَّلَاةِ فَاغْسِلُوا وُجُوهَكُمْ وَأَيْدِيَكُمْ إِلَى الْمَرَافِقِ وَامْسَحُوا بِرُءُوسِكُمْ وَأَرْجُلَكُمْ إِلَى الْكَعْبَيْنِ﴾

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwashaka guhaguruka muja gusenga, muraheza mutunganye isuku ryo gusenga mwoze mu maso, amaboko yanyu hamwe n'inkokora, muhanagure ku mutwe, mushoke mwoza amaguru yanyu hamwe n'ijisho ry'ikirenge" (Al-Maa-ida: 6). Hakisungwa n'inyigisho y'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah):

"لَا تُقْبَلُ صَلَاةٌ بِغَيْرِ طُهُوْرٍ"

"Isengesho ntiryemerwa hatabanje gutunganywa isuku ryo gusenga[32]".

N'iyindi nyigisho yayo:

"إِذَا قُمْتَ إِلَى الصَّلَاةِ فَأَسْبِغِ الْوُضُوْءَ"

"Niwahaguruka kuja gusenga, urabanza gutunganya neza isuku ryo gusenga[33]".

[31]Yakiriwe na Maliki mwene Al-Huwayrith. Yashikirijwe na Al-Bukhariy.
[32]Yakiriwe na mwene Omari. Yashikirijwe na Muslim.
[33]Yakiriwe na Abu Hurayra. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.



**2.** Uwusenga aratumbera wese muzima ubutumbero, amaja Al-Ka'ba, aho hose azoba ari azirikana ku mutima ko ashaka gusenga isengesho-bwirizwa canke isengesho ryo kwitonesha.

Ivyiza ni uko atokwatura n'ururimi izirikana ry'isengesho, kuko ata ho vyakiriwe ku Ntumwa. Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ntiyigeze yatura izirikana n'ururimi, eka n'ingendanyi zayo ntizigeze zibigira. Araheza rero agashira imbere yiwe agakingo mu gihe yoba asengesha abandi canke yisengana.

Gutumbera ubutumbero mw'isengesho kurasabwa kiretse mu bihe bimwebimwe bizwi bisigurwa mu bitabu vy'abamenyi.



**3.** Agaca avuga ikuzwa ry'Imana Allah ruzaririza (takbiratu l-ihraam) ati: "ALLAAHU AKBAR" ariko araraba aho ashira uruhanga mu kwubama.

**4.** Akaduza amaboko mu gihe co kuvuga iryo kuzwa ry'Imana Allah gushika ku rugero rw'ibitugu canke rw'amatwi.



**5.** Agashira amaboko yiwe ku gakoratima, ukuryo hejuru y'ukubamfu. Ukwo ni ko vyakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

**6.** Biri mu migenzo y'intumwa guca asoma igisabisho co gutangura isengesho. Na co ni:

" اللَّهُمَّ بَاعِدْ بَيْنِي وَبَيْنَ خَطَايَايَ كَمَا بَاعَدْتَ بَيْنَ الْمَشْرِقِ وَالْمَغْرِبِ، اللَّهُمَّ نَقِّنِي مِنَ الْخَطَايَا كَمَا يُنَقَّى الثَّوْبُ الْأَبْيَضُ مِنَ الدَّنَسِ، اللَّهُمَّ اغْسِلْنِي مِنْ خَطَايَايَ بِالْمَاءِ وَالثَّلْجِ وَالْبَرَدِ "

"ALLAAHUMMA BAA'ID BAYNII WABAYNA KHATWAAYAAYA KAMAA BAA'ATTA BAYNA L-MASHRIQI WAL-MAGHRIB. ALLAAHUMMA NAQQINII MIN KHATWAAYAAYA KAMAA YUNAQQA TTHAWBU L-AB-YADWU MINA DDANAS. ALLAAHUMMA GH-SIL-NII BIL-MAA-I WATTHALJI WAL-BARADI[34]".

(*Mana yanje Nzima! Nyigiza kure, Untandukanye n'ivyaha vyanje nk'uko Washize kure na kure ubuseruko n'uburengero, ntivyigere bihura.*

[34] Yakiriwe na Abu Hurayra. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

*Mana yanje Nzima! Nyeza ivyaha vyanje nka kurya impuzu yera ica ntisigareko umwanda. Mana yanje Nzima! Nyoza (ivyaha vyanje) n'amazi, urubura rw'imvura n'urw'igikonyozi*). Canke akavuga ati:

**"سُبْحَانَكَ اللَّهُمَّ وَبِحَمْدِكَ، وَتَبَارَكَ اسْمُكَ، وَتَعَالَى جَدُّكَ، وَلاَ إِلَهَ غَيْرُكَ"**

"SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, WATABAARAKA SMUKA, WATA'AALAA JADDUKA WALAA ILAAHA GHAYRUKA[35]".

(*Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivyawe Mana yanje Nzima! Izina ryawe ryuzuye imigisha niryubahwe, ubudahangarwa bwawe nibwubahwe, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe*).

Ashoboye gusoma ibindi bisabisho vyo gutangura isengesho atari ivyo, nta kibi kirimwo. Kandi ni vyiza gusumba ko yokurakuranya ivyo bisabisho, akagira igihe asoma kimwe ikindi gihe agasoma ikindi. Abigenjeje ukwo, kuba ari kwo gukurikira Intumwa nya kuyikurikira.

Hanyuma agaca avuga ati:

**"أَعُوْذُ بِاللهِ مِنَ الشَّيْطَانِ الرَّجِيْمِ، بِسْمِ اللهِ الرَّحْمَنِ الرَّحِيْمِ "**

"A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM, BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM", (*Ndikinze ku Mana Allah Inkingire inyosha mbi za shetani yavumwe, kw'izina ry'Imana Allah Nyenimpuhwe, Nyenimbabazi*), akanasoma igisomwa c'Intango (Al-Faatiha).

Ivyo biri ukwo, kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "لاَ صَلاَةَ لِمَنْ لَمْ يَقْرَأْ بِفَاتِحَةِ الْكِتَابِ "

"Nta sengesho ryakirwa ku wudasomye igisomwa c'Intango y'Igitabu Qor'ani[36]".

Ahejeje araheza rero akitabira mw'ijwi ati: "Aamiin", iyo ari mw'isengesho ryo gusoma mw'ijwi. Hanyuma agaca asoma ikindi gisomwa kimworoheye muri Qor'ani.

---

[35]Iki gisabisho cakiriwe na Abu Sa'iidi Al-Khidriy ku Ntumwa y'Imana Allah, caranakiriwe na Aisha mu vyashikirijwe na Abu Dawud, na Omari mwene Al-Khattwabi yaracakiriye ku Ntumwa y'Imana mu vyashikirijwe na Muslim.


[36]Yakiriwe na Ubbaada mwene Al-Swaamiti. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.



**7.** Akavuga ikuzwa ry'Imana Allah adugije amaboko gushika ku rugero rw'ibitugu canke rw'amatwi agaca yunama, akagorora umutwe ukaringanira n'umugongo, afashe ku mavi n'ibiganza, atanije intoke, agaheza rero agaturura mu gihe yunamye akavuga ati: "سُبْحَانَ رَبِّيَ الْعَظِيْمِ"
"SUB-HAANA RABBIYA L'ADHWIIM", (*Nihaninahazwe Imana Yanje Rurema, Nyenicubahirogisumbavyose*).
Ni vyiza cane gusubiramwo ico gisabisho incuro zitatu canke zirenga. Biranabereye ko yokwongerako ati:

"سُبْحَانَكَ اللَّهُمَّ رَبَّنَا وَبِحَمْدِكَ، اللَّهُمَّ اغْفِرْلِيْ "

SUB-HAANAKA LLAAHUMMA RABBANAA WABIHAMDIKA, ALLAAHUMMA GH-FIR LII". (*Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivyawe Mana yacu Rurema, Mana yanje Nzima! Mbabarira ibicumuro vyanje*).



**8.** Akunamuka adugije amaboko gushika ku rugero rw'ibitugu canke rw'amatwi avuga ati: "سَمِعَ اللهُ لِمَنْ حَمِدَهُ "

"SAMI'A LLAAHU LIMAN HAMIDAH", (*Imana Allah Yamaze kwumva uwuyishimagiza*) mu gihe yoba ari we asengesha canke yisengana.
Amaze kugororoka agaca avuga ati:

"رَبَّنَا وَلَكَ الْحَمْدُ حَمْدًا كَثِيْرًا طَيِّبًا مُبَارَكًا فِيْهِ مِلْءَ السَّمَاوَاتِ وَمِلْءَ الْأَرْضِ وَمِلْءَ مَا شِئْتَ مِنْ شَيْءٍ بَعْدُ "

"RABBANAA WALAKA L-HAMDU, HAMDAN KATHIIRAN, TWAYYIBAN, MUBAARAKAN FIIHI, MIL-A SSAMAAWAATI WAMIL-A L-ARDWI, WAMIL-A MAA SHI-TA MIN SHAY-IN BA'D". (*Mana yacu Rurema! Ni Wewe Nyenugushimagizwa, ugushimagizwa kwinshi kwuzuye ivyiza, guhezagiye, kwuzuye amajuru, kwuzuye n'isi, kandi kwuzuye inyuma y'ivyo ico ari co cose Ushatse*).
Mu gihe yoba asengeshwa n'uwundi (maamuma), araheza agasoma iki gisabisho (kigira kabiri gusa). Birabereye kandi ko amaze kwunamuka yoshira amaboko ku gikiriza nk'uko yabigenjeje imbere yuko yunama, kuko hari inyigisho ivyemeza yakiriwe na Waa-il mwene Hajar ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)[37] na Sahli mwene Sa'di [38](Imana Allah Ibishimire).

---

[37]Yashikirijwe na Muslim.
[38]Yashikirijwe na Al-Bukhariy.



**9.** Akubama avuga ikuzwa ry'Imana Allah, akabanza gushikana hasi amavi imbere yuko ashikana amaboko hasi mu gihe bimworoheye. Bimugoye naho, akabanza amaboko imbere y'amavi, ashinze amano yiwe hasi, yegeranije intoke ziwe, azitumbereje mu butumbero (Qibla), agaheza rero akubama ku bihimba indwi: ku ruhanga n'izuru, ku biganza bibiri, ku mavi abiri no ku mitwe y'amano y'ibirenge bibiri, agaca avuga ati: **"سُبْحَانَ رَبِّيَ الْأَعْلَى "**

"SU-BHAANA RABBIYA L-A'LAA". (*Nihaninahazwe Imana yanje Rurema, Nyenicubahiro-ntangere*), agasubiramwo incuro zitatu canke zirenga. Birabereye ko yokwongerako ati:

**"سُبْحَانَكَ اللَّهُمَّ رَبَّنَا وَبِحَمْدِكَ، اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِيْ "**

"SUB-HAANAKA LLAAHUMMA RABBANAA WABIHAMDIKA, ALLAAHUMMA GH-FIR LII". (*Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivyawe Mana yacu Rurema, Mana yanje Nzima! Mbabarira ibicumuro vyanje*), akanasaba kenshi kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"فَأَمَّا الرُّكُوْعُ فَعَظِّمُوْا فِيْهِ الرَّبَّ عَزَّ وَجَلَّ، وَأَمَّا السُّجُوْدُ فَاجْتَهِدُوْا فِي الدُّعَاءِ فَقَمِنٌ أَنْ يُسْتَجَابَ لَكُمْ "

"Nayo mu gihe co kwunama nimube mwerekana icubahiro ku Mana Rurema Nyenicubahiro; nayo mu gihe co kwubama, nimube mugira akigoro ko gusaba Imana Allah, aho ni ho mukwiye kwakirirwa ibisabisho vyanyu[39]".

Araheza rero agasaba Imana yiwe Rurema Allah ivyo yipfuza mu vyiza vyo kw'isi n'ivyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, yaba asaba mw'isengesho-bwirizwa canke mw'isengesho ryo kwitonesha.

Agaheza agatandukanya inkokora n'imbavu ziwe, inda n'ibibero vyiwe, itako n'inyamayakibizi, agashira ibiganza hasi adakoza inkokora hasi, kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imama Allah) yavuze iti:

"اعْتَدِلُوْا فِي السُّجُوْدِ، وَلَا يَبْسُطْ أَحَدُكُمْ ذِرَاعَيْهِ انْبِسَاطَ الْكَلْبِ "

"Nimuringanire mu gihe mwubamye, ntihagire n'umwe muri mwebwe aramvya amaboko yiwe nka kurya imbwa iramvya[40]".

---

[39]Yakiriwe na Mwene Abbaasi. Yashikirijwe na Muslim.
[40]Yakiriwe na Anasi. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.



**10.** Arubamuka avuga ikuzwa ry'Imana Allah ati: “ALLAAHU AKBAR”, agakika ikirenge c'ukubamfu akacicarako, agashinga ikirenge c'ukuryo ku mano araba mu butumbero, agashira ibiganza ku bibero canke ku mavi, agaca avuga ati:

"رَبِّ اغْفِرْلِي وَارْحَمْنِي وَاهْدِنِي وَارْزُقْنِي وَعَافِنِي وَاجْبُرْنِي"


“RABBI GH-FIR LII, WARHAMNII, WAHDINII, WARZUQNII, WA'AAFINII, WAJBURNII”.

(*Mana yanje Rurema! Mbabarira ibicumuro vyanje, Wongere Ungirire impuhwe, Undongore mu nzira yawe, Umpe ibimbeshaho bikwiye, Umpe kuroranirwa mu buzima, Unantere intege*). Araheza rero mu gihe yicaye agaturura.

**11.** Hanyuma agasubira kwubama ubugira kabiri avuga ikuzwa ry'Imana Allah ati: “ALLAAHU AKBAR”, akabigenza nk'ubwa mbere.

**12.** Arubamuka avuga ikuzwa ry'Imana Allah ati: “ALLAAHU AKBAR”, agaheza akicara gato nka kurya yicara gato hagati y'ukwubama ubwa mbere n'ubugira kabiri. Ukwo kwicara gato kwitwa akaruhuko. Kukagira kurabereye, ariko kukareka nta caha kirimwo. Nta n'ininahazwa canke igisabisho bwite kihavugirwa. Inyuma y'aho aca ahaguruka gusenga icunamo kigira kabiri yishimikije ku mavi mu gihe bimworoheye canke ku maboko kugeza aho ahagarara neza.

Hanyuma agaca asoma igisomwa c'Intango hamwe n'ikindi gisomwa kimworoheye muri Qor'ani, aheze rero abandanye nk'uko yabigenjeje ku ca mbere.



**13.** Iyo isengesho rigizwe n'ivyunamo bibiri nk'isengesho ryo mu mutwenzi, ryo ku musi w'ikoraniro (ijuma) canke ryo ku musi w'ilayidi, araheza agaca aguma yicaye inyuma yo kwubamuka ubugira kabiri, ashinze ikirenge c'ukuryo ku mano araba mu butumbero, aheze ashire ukuboko kw'iburyo ku bibero vy'ukuguru kw'iburyo, ace apfumbata intoke z'ukuryo zose kiretse gakombankono aheza akakagorora mu kwerekana isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah. Aramutse apfumbase agahererezi na gihugunibenga, agapfundika urukumu kuri nsumbazose biba ari vyiza kuko vyakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Ivyiza cane rero ni uko rimwe yogira uku, irindi akagira kurya.

Na yo ukuboko kw'ibubamfu agushira ku bibero vy'ukuguru kw'ibubamfu. Hanyuma agaca avuga ati:

**"التَّحِيَّاتُ لِلَّهِ، وَالصَّلَوَاتُ وَالطَّيِّبَاتُ، السَّلَامُ عَلَيْكَ أَيُّهَا النَّبِيُّ وَرَحْمَةُ اللهِ وَبَرَكَاتُهُ، السَّلَامُ عَلَيْنَا وَعَلَى عِبَادِ اللهِ الصَّالِحِيْنَ، أَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ، وَأَشْهَدُ أَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُهُ وَرَسُوْلُهُ". ثُمَّ يَقُوْلُ: "اللَّهُمَّ صَلِّ عَلَى مُحَمَّدٍ، وَعَلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا صَلَّيْتَ عَلَى إِبْرَاهِيْمَ، وَعَلَى آلِ إِبْرَاهِيْمَ، إِنَّكَ حَمِيْدٌ مَجِيْدٌ، اللَّهُمَّ بَارِكْ عَلَى مُحَمَّدٍ، وَعَلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا بَارَكْتَ عَلَى إِبْرَاهِيْمَ، وَعَلَى آلِ إِبْرَاهِيْمَ، إِنَّكَ حَمِيْدٌ مَجِيْدٌ"**

"ATTAHIYYAATU LILLAAHI, WASSWALAWAATU WATTWAYYIBAATU, ASSALAAMU ALAYKA AYYUHA NNABIYYU WARA-HMATU LLAAHI WABARAKAATUH, ASSALAAMU ALAYNAA WA'ALAA IBAADI LLAAHI SSWAALIHIIN". "ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLAA LLAAH, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH[41]", agaca yongerako ati: "ALLAAHUMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN WA'ALAA AALI MUHAMMADIN KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN. ALLAAHUMMA BAARIK ALAA MUHAMMADIN WA'ALAA AALI MUHAMMADIN KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN[42]".

(*Indamutso y'amahoro yamaho, amasengesho n'ivyiza bitegetswe vyose bikwiye Imana Allah. Ntumwa y'Imana! Gira amahoro, impuhwe n'imigisha y'Imana Allah, kandi na twe twese dusangwe amahoro hamwe n'abaja b'Imana beranda. Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah. Kandi Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko Muhamadi ari umuja wayo akaba n'Intumwa yayo*). Agaca yongerako ati: (*Ewe Mana yanje Rurema! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Ewe Mana Yanje Rurema! Hezagira Intumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe ni Nyenugushimagizwa Nyeniteka*).

---

[41] Yakiriwe na Abdallah mwene Mas'uudi. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[42] Yakiriwe na Ka'bu mwene Ajra. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

Agaca yikinga ku Mana Allah, Imukingire ibintu bine, akavuga ati:

"اللَّهُمَّ إِنِّي أَعُوذُ بِكَ مِنْ عَذَابِ جَهَنَّمَ وَمِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ وَمِنْ فِتْنَةِ الْمَحْيَا وَالْمَمَاتِ وَمِنْ فِتْنَةِ الْمَسِيْحِ الدَّجَّالِ "

"ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MIN ADHAABI JAHANNAMA WAMIN ADHAABI L-QABRI, WAMIN FITNATI L-MAHYAA WAL-MAMAATI, WAMIN FITNATI L-MASIIHI DDAJJAAL".

(*Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire ibihano vyo mu muriro wa jahanam, n'ibihano vyo mu mva, ibigeragezo vyo mu buzima bwo kw'isi n'ivy'intureka zo gupfa, n'ibigeragezo vya Masiihi Dajjaali*). Hanyuma agasaba n'ibindi vyiza yipfuza vyo mu buzima bwo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kandi nta kibi mu gihe yosabira abavyeyi biwe n'abandi bislamu. Akaba rero ashobora gusaba haba mw'isengesho-bwirizwa canke mw'isengesho ryo kwitonesha kuko inyigisho y'Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ntigena isengesho kanaka, yavuze iti: "Hanyuma nahitemwo mu bisabisho ikimunezereye, aheze agisabe[43]". Yaranavuze mu yandi majambo iti: "Hanyuma ahitemwo mu bisabisho ico ashaka[44]".

Izo nyigisho rero zimurekurira gusaba ibimugirira akamaro mu vy'isi no mu vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

Hanyuma agaca aramutsa kabiri ahindukiye iburyo n'ibubamfu, akavuga ati:

"السَّلَامُ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَةُ اللهِ، السَّلَامُ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَةُ اللهِ "

"ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH. ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH", (*Nimugire amahoro n'impuhwe z'Imana Allah. Nimugire amahoro n'impuhwe z'Imana Allah*).



**14.** Iyo isengesho rigizwe n'ivyunamo bitatu nk'isengesho ryo ku kirengazuba canke bine nk'isengesho ryo ku musase, iryo ku muhingamo canke kumugoroba, aca asoma ukwemanga kwavuzwe aho hejuru, agaca yongerako ugusabira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yaheza agashoka ahaguruka yishimikije ku mavi, adugije amaboko ku rugero rw'ibitugu

---

[43]Yakiriwe na mwene Mas'uudi. Yashikirijwe na Abu Dawud.
[44]Yakiriwe na mwene Mas'uudi. Yashikirijwe na Muslim.

vyiwe, avuga ikuzwa ry'Imana Allah ati: “ALLAAHU AKBAR”, hanyuma agaca ashira amaboko ku gakoratima, agasoma Al-Faatiha yonyene, ariko nta kibi mu gihe yokwongerako rimwe na rimwe ikindi gisomwa mu cunamo kigira gatatu n'ikigira kane mw'isengesho ryo ku muhingamo, kuko vyemezwa n'inyigisho yakiriwe na Abu Sa'iidi[45] (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Aramutse aretse gusabira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) inyuma y'ukwemanga kwa mbere nta kabi, kuko ukwo gusabira Intumwa ng'aha kurabereye gusa si ngombwa.

Araheza rero agasoma ukwemanga kwa kabiri nka kumwe yabigenza mw'isengesho ry'ivyunamo bibiri, mu gusozera icunamo ca gatatu mw'isengesho ryo ku kirengazuba no mu gusozera icunamo ca kane mw'isengesho ryo ku musase, iryo ku muhingamo n'iryo ku mugoroba, hanyuma agaca aramutsa kabiri ahindukiye iburyo n'ibubamfu. Ahejeje aca yigaya ku Mana Allah avuga ati: "أَسْتَغْفِرُ اللهَ"

“AS-TAGH-FIRU LLAAH”, (*Ndasavye Imana Allah Imbabarire*) incuro zitatu, agaca avuga ati:

**"اللَّهُمَّ أَنْتَ السَّلَامُ وَمِنْكَ السَّلَامُ تَبَارَكْتَ يَا ذَا الْجَلَالِ وَالْإِكْرَامِ. لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ وَلَهُ الْحَمْدُ وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ، اللَّهُمَّ لَا مَانِعَ لِمَا أَعْطَيْتَ وَلَا مُعْطِيَ لِمَا مَنَعْتَ، وَلَا يَنْفَعُ ذَا الْجَدِّ مِنْكَ الْجَدُّ. لَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ، لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ، وَلَا نَعْبُدُ إِلَّا إِيَّاهُ، لَهُ النِّعْمَةُ وَلَهُ الْفَضْلُ وَلَهُ الثَّنَاءُ الْحَسَنُ، لَا إِلَهَ إِلَا اللهُ مُخْلِصِيْنَ لَهُ الدِّيْنَ وَلَوْ كَرِهَ الْكَافِرُوْنَ"**

“ALLAAHUMMA ANTA SSALAAMU WAMINKA SSALAAMU, TABAARAKTA YAA DHA L-JALAALI WAL-IKRAAM”, “LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR, ALLAAHUMMA LAA MAANI'A LIMAA A'TWAYTA WALAA MU'TWIYA LIMAA MANA'TA, WALAA YANFA'U DHA L-JADDI MINKA L-JADDU[46]”, “LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAHI, LAA ILAAHA ILLA

[45]Mu nyigisho yashikirijwe na Muslim.
[46]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

LLAAH, WALAA NA'BUDU ILLAA IYYAAHU LAHU NNI'MATU WALAHU L-FADWLU WALAHU TTHANAA-U L-HASAN, LAA ILAAHA ILLA LLAAHU MUKHLISWIINA LAHU DDIINA WALAW KARIHA L-KAAFIRUUN[47]".

(*Mana yanje Nzima! Wewe ni We Semahoro, amahoro akomoka iwawe, wuzuye imigisha ewe Nyenicubahiro Nyenubugwaneza*). (*Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa. Ubwami n'ugushimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose. Mana yanje Nzima! Nta wugumya ico watanze eka nta n'uwutanga ico wagumije, kandi nyenamahirwe nta co amahirwe yiwe amumariye imbere yawe). (Nta buhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse mu gihe nshobojwe n'Imana Allah. Nta wundi twiyegereza mu gusenga kiretse Yo, inema n'impano bituruka kuri Yo, ukuyagwa neza ni ukwayo, nta mana ibwirizwa gusengwa atari Imana Allah, tuyiyegereza mu gusenga tweza idini ryayo n'aho abagarariji boshavura*).

Hanyuma akavuga ati: "SUB-HAANA LLAAH" incuro mirongo itatu na zitatu, "AL-HAMDU LILLAAH" incuro mirongo itatu na zitatu, na "ALLAAHU AKBAR" incuro mirongo itatu na zitatu, hanyuma agakwiza ijana avuga ati:

"لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ وَلَهُ الْحَمْدُ، وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ"

"LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR[48]". (*Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa, ubwami n'ugushimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose*).

Agaca asoma "Aayatu l-Kursiy", "Qul huwa Llaahu ahad", "Qul a'uudhu birabbi l-falaq" na "Qul a'uudhu birabbi nnaas" igihe cose ahejeje gusenga.

Birabereye gusubiramwo incuro zitatu ivyo bisomwa bihereza uko ari bitatu inyuma yo gusenga isengesho ryo mu mutwenzi n'iryo ku kirengazuba, kuko hakiriwe inyigisho y'intumwa ivyemeza[49].

---

[47] Yakiriwe na mwene Al-Zubayr. Yashikirijwe na Muslim.
[48] Yakiriwe na Abu Hurayra. Yashikirijwe na Muslimu.
[49] Yakiriwe na Abdullaahi mwene Habibu.

Ni nk'uko bibereye kandi kwongera kuri ivyo bisabisho inyuma y'isengesho ryo mu mutwenzi n'iryo ku kirengazuba, akavuga incuro cumi ati:

**"لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ وَلَهُ الْحَمْدُ يُحْيِيْ وَيُمِيْتُ، وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ "**

“LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU YUHYII WAYUMIITU WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR”. (*Nta mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa, ubwami n'ugushimagizwa ni ivyayo, Iratanga ubuzima Ikaka ubuzima, ni na Yo Mushoboravyose*) incuro cumi, kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ariko yabigenza.

Iyo ari uwusengesha abandi, aca ahindukira akicara abatumbereye inyuma y'ukwigaya ku Mana Allah ahejeje kuvuga ati: “ALLAHUMMA ANTA SSALAAM…”, agaheza rero akabandanya gusoma ibisabisho bindi bisigaye twadondaguye nk'uko vyemezwa n'inyigisho nyinshi z'intumwa. Ugusoma ivyo bisabisho biri mu migenzo y'intumwa, si ibwirizwa (ritegetswe).

Umwislamu uwo ari we wese ararekuriwe gusenga ivyunamo bine imbere yuko asenga isengesho ryo ku musase, n'ivyunamo bibiri inyuma yo kurisenga; ivyunamo bibiri inyuma yo gusenga isengesho ryo ku kirengazuba, ivyunamo bibiri inyuma yo gusenga isengesho ryo ku mugoroba, n'ivyunamo bibiri imbere yo gusenga isengesho ryo mu mutwenzi. Vyose hamwe ni ivyunamo cumi na bibiri. Vyitwa amasengesho yo kwitonesha yagenwe ku bihe vy'amasengesho-bwirizwa (rawaatibu), kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora iyitwararika cane mu gihe itari ku rugendo. Iramutse iri ku rugendo naho yarayareka, kiretse gusa ivyunamo bibiri imbere yo gusenga mu mutwenzi hamwe n'isengesho nyahagwe (witri); ivyo rero ntiyigeze ibireka na rimwe haba mu gihe iri ku rugendo canke iri ku muhana.

Ivyiza kurusha rero, ni uko ayo masengesho yo kwitonesha yagenwe ku bihe hamwe n'isengesho nyahagwe, yosengerwa muhira. Ariko mu gihe yosengerwa mu musigiti nta kibi kirimwo.

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Isengesho rihimbaye kurusha, ni isengesho ry'umuntu asengeye muhira

iwe kiretse isengesho-bwirizwa. Iryo, rihimbaye kurisengera mu musigiti[50]".

Ukwitwararika gusenga ayo masengesho yo kwitonesha, ni kimwe mu mvo zituma umuntu yinjira mu Bwami bw'ijuru. Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

"مَنْ صَلَّى اثْنَتَيْ عَشْرَةَ رَكْعَةً فِيْ يَوْمِهِ وَلَيْلَتِهِ تَطَوُّعًا بَنَى اللهُ لَهُ بَيْتًا فِي الْجَنَّةِ "

"Uwusenze ivyunamo cumi na bibiri vyo kwitonesha ku mutaga n'ijoro, Imana Allah Imwubakira inzu mu Bwami bw'ijuru[51]".

Ni vyiza kandi mu gihe yosenga ivyunamo bine imbere yo gusenga ku muhingamo, ivyunamo bibiri imbere yo gusenga ku kirengazuba n'ivyunamo bibiri imbere yo gusenga ku mugoroba, kuko harakiriwe inyigisho z'intumwa zivyemeza. Ni na vyiza kandi mu gihe yosenga ivyunamo bine inyuma yo gusenga isengesho ryo ku musase n'ibindi bine imbere yaryo.

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti:

"مَنْ حَافَظَ عَلَى أَرْبَعِ رَكَعَاتٍ قَبْلَ الظُّهْرِ، وَأَرْبَعٍ بَعْدَهَا حَرُمَ عَلَى النَّارِ "

"Uwitwararitse gusenga ivyunamo bine imbere yo gusenga isengesho ryo ku musase n'ibindi bine inyuma yaryo, aziririzwa kwinjira mu muriro[52]".

Ivyo bisigura ko yongera ku masengesho yo kwitonesha yagenwe ku bihe, ivyunamo bibiri inyuma yo gusenga isengesho ryo ku musase, kuko amasengesho yo kwitonesha yagenwe ku gihe c'iryo sengesho, ni ivyunamo bine imbere yaryo na bibiri inyuma yaryo. Mu gihe rero yokwongerako ivyunamo bibiri inyuma yaryo, ni ho haba hubahirijwe ibiri mu nyigisho y'intumwa yakiriwe na Ummu Habiba (Imana Allah Imwishimire). Imana Allah ni Yo Nyenugushoboza ibiremwa, harakagira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah Intumwa yacu Muhamadi mwene Abdillah, umuryango wayo, ingendanyi zayo n'abazoyikurikira ku neza gushika ku musi w'impera.

[50]Yakiriwe na Zaidi mwene Thaabiti. Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[51]Yakiriwe na Ummu Habiba umukobwa wa Abu Sufyaani. Yashikirijwe na Muslim.
[52]Yakiriwe na Ummu Habiba (Imana Allah Imwishimire). Yashikirijwe na Ahmadi, Abu dawudi, Al-Tirmidhiy, Al-Nasaa-iy na Ibnu Maaja.

## UBURYO BWO GUSENGERA IKIZIGA

**Ikibazo**: Umuntu asengeye hamwe ibiziga bitanu, yoba aronka indishi zingana umusozi ku kiziga kimwekimwe? Canke izo ndishi azironka kw'isengesho rimwerimwe?

**Inyishu**: Turizeye ko aronka indishi zingana umusozi ku kiziga kimwekimwe twisunze inyigisho y'intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"مَنْ صَلَّى عَلَى جَنَازَةٍ وَلَمْ يَتْبَعْهَا فَلَهُ قِيْرَاطٌ، فَإِنْ تَبِعَهَا حَتَّى تُدْفَنَ فَلَهُ قِيْرَاطَانِ "

“Uwusengeye ikiziga hanyuma ntagiherekeze gufubwa, aronka indishi ingana umusozi. Iyo agiherekeje naho akarindira gushika gifubwe, araheza akaronka indishi zingana imisozi ibiri[53]”.

Hari n'izindi nyigisho z'intumwa zishimangira iyo nsiguro, zose zirerekana ko indishi ingana umusozi igwizwa n'igitigiri c'ibiziga. Kubera ivyo rero, uwusengeye ikiziga kimwe aronka indishi ingana umusozi, uwugiherekeje akarindira gushika gifubwe na we aronka indishi ingana umusozi. Uwugisengeye akanagiherekeza akarindira gushika gifubwe, aronka indishi ingana imisozi ibiri.

Ivyo biturutse ku ngabirano n'ubugwaneza bw'Imana Allah ku baja bayo, nishimagizwe Yongere Ishimwe, nta mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, nta n'imana rurema atari Yo, ni na Yo Nyene gushoboza ibiremwa.

**Ikibazo**: Ni gute basengera umuhisi ido n'ido? Mbega ugusengera umuhisi kurasaba itunganywa ry'isuku?

**Inyishu**: Mu gusengera ibiziga, ni ngombwa ko umuntu abanza gutunganya isuku, kuko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaryise isengesho (SWALA). Isengesho na ryo rikaba ritangurwa n'ikuzwa ry'Imana Allah, rigahezwa n'indamutso. Ni ngombwa rero ko risaba itunganywa ry'isuku.

Ni nk'uko uwurisenga ategerezwa gusoma igisomwa c'Intango (Al-Faatiha) agasabira n'umuhisi akanasabira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

---

[53]Yakiriwe na Abu Hurayra. Yashikirijwe na Muslim

Uwurisenze rero atabanje gutunganya isuku, isengesho ryiwe ntiryemerwa.

**Ugusengergera ikiziga gukorwa nk'uku gukurikira**:



**1.** Umuntu arabanza akavuga ikuzwa ry'Imana ruzirririza (takbiratu l-ihraam) hanyuma agasoma igisomwa c'Intango hamwe n'ibimworoheye gusoma muri Qor'ani.



**2.** Hanyuma akavuga kandi ikuzwa ry'Imana, agaca asabira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) amahoro n'impuhwe avuga ati:

**"اللَّهُمَّ صَلِّ عَلَى مُحَمَّدٍ، وَعَلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا صَلَّيْتَ عَلَى إِبْرَاهِيمَ، وَعَلَى آلِ إِبْرَاهِيمَ فِي الْعَالَمِينَ، إِنَّكَ حَمِيدٌ مَجِيدٌ، اللَّهُمَّ بَارِكْ عَلَى مُحَمَّدٍ، وَعَلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا بَارَكْتَ عَلَى إِبْرَاهِيمَ، وَعَلَى آلِ إِبْرَاهِيمَ فِي الْعَالَمِينَ، إِنَّكَ حَمِيدٌ مَجِيدٌ "**

"ALLAAHUMMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA FI L'AALAMIINA. INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN. ALLAAHUMMA BAARIK ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA FI L'AALAMIINA. INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN". (*Ewe Mana yanje Rurema! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi, n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu mu biremwa vyose. Mu vy'ukuri Wewe ni Nyenugushimagizwa, Nyenicubahiro. Ewe Mana yanje Rurema! Hezagira Intumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu mu biremwa vyose. Mu vy'ukuri Wewe ni Nyenugushimagizwa, Nyenicubahiro*).



**3.** Hanyuma akavuga kandi ikuzwa ry'Imana rigira gatatu, agaca asaba avuga ati:

"اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِحَيِّنَا وَمَيِّتِنَا وَصَغِيْرِنَا وَكَبِيْرِنَا، وَذَكَرِنَا وَأُنْثَانَا وَشَاهِدِنَا وَغَائِبِنَا، اللَّهُمَّ مَنْ أَحْيَيْتَهُ مِنَّا فَأَحْيِهِ عَلَى الْإِيْمَانِ، وَمَنْ تَوَفَّيْتَهُ مِنَّا فَتَوَفَّهُ عَلَى الْإِسْلَامِ، اللَّهُمَّ لَا تَحْرِمْنَا أَجْرَهُ وَلَا تُضِلَّنَا بَعْدَهُ". "اللَّهُمَّ اغْفِرْ لَهُ وَارْحَمْهُ وَعَافِهِ وَاعْفُ عَنْهُ وَأَكْرِمْ نُزُلَهُ وَوَسِّعْ مُدْخَلَهُ وَاغْسِلْهُ بِالْمَاءِ وَالثَّلْجِ وَالْبَرَدِ، وَنَقِّهِ مِنَ الْخَطَايَا كَمَا نَقَّيْتَ الثَّوْبَ الْأَبْيَضَ مِنَ الدَّنَسِ، وَأَبْدِلْهُ دَارًا خَيْرًا مِنْ دَارِهِ وَأَهْلًا خَيْرًا مِنْ أَهْلِهِ، وَزَوْجًا خَيْرًا مِنْ زَوْجِهِ، وَأَدْخِلْهُ الْجَنَّةَ وَأَعِذْهُ مِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ وَمِنْ عَذَابِ النَّارِ". "وَافْسَحْ لَهُ فِيْ قَبْرِهِ، وَنَوِّرْ لَهُ فِيْهِ".

"ALLAAHUMMA GH-FIR LIHAYYINAA WAMAYYITINAA WASWAGHIIRINAA WAKABIIRINAA, WADHAKARINAA WA-UNTHAANAA WASHAAHIDINAA WAGHAA-IBINAA. ALLAAHUMMA MAN AH-YAYTAHUU MINNAA FA-AHYIHII ALA L-IIMAANI, WAMAN TAWAFFAYTAHUU MINNAA FATAWAFFAHUU ALA L-ISLAAMI. ALLAAHUMMA LAA TAH-RIMNAA AJ-RAHUU WALAA TUDWILLANAA BA'DAHU[54]". "ALLAAHUMMA GH-FIR LAHU WARHAMHU, WA'AAFIHI WA'FU ANHU, WA-AKRIM NUZULAHU WAWASSI' MUDKHALAHU, WAGH-SILHU BILMAA-I WATTHALJI WAL-BARADI, WANAQQIHI MINA L-KHATWAAYAA KAMAA NAQQAYTA TTHAWBA L-ABYADWA MINA DDANASI, WA-ABDILHU DAARAN KHAYRAN MIN DAARIHI, WA-AHLAN KHAYRAN MIN AHLIHI WAZAWJAN KHAYRAN MIN ZAWJIHI, WA-ADKHILHU L-JANNATA, WA-A'IDH-HU MIN ADHAABI L-QABRI WAMIN ADHAABI NNAAR[55]", "WAF-SAH LAHUU FII QABRIHI, WANAWWIR LAHUU FIIHI[56]".

(*Mana yanje Nzima! Babarira uwukiri muzima muri twebwe n'uwamaze guhwera muri twebwe, umuhungu muri twebwe n'umukobwa muri twebwe, uwuri mu rwiwe n'uwuri ku rugendo. Mana yanje Nzima! Uwo*

---

[54]Yashikirijwe na Ahmad na Abu Dawudi na Ibnu Maaja na Al-Haakim.

[55]Yakiriwe na Awfi mwene Maliki. Yashikirijwe na Muslim.

[56]Yakiriwe na Ummu Salama mu gusabira umuhisi Abu Salama. Yashikirijwe na Muslim. Muri nya gisabisho harimwo ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yamusabiye imaze kumuhwamikira amaso yiwe iti: "ALLAAHUMMA GH-FIR LI-ABII SALAMATA WAR-FA' DARAJATAHUU FI L-MAHDIYYIINA, WAKHLUFHUU FII AQIBIHI FII L-GHAABIRIINA, WAGH-FIR LANAA WALAHUU YAA RABBA L'AALAMIINA". (Mana yanje Nzima! Babarira Abu Salama Unamuhe icubahiro co hejuru mu bagororotsi, Unashumbushe kw'ishengera ryiwe abasigaye, Uheze Mana Mubungabunzi w'ibiremwa vyose!Utubabarire ibicumuro vyacu, twebwe hamwe n'umuhisi).

*Ugihaye ubuzima muri twebwe, Muhe ubuzima atsimbataye ku kwemera; uwo Ubwatse agashengera iwawe na we, bumwake ashengere iwawe ari umwislamu yicisha bugufi. Mana yanje Nzima! Ntutwime indishi z'ukubura uyu muhisi, eka ntunaduhuvye inyuma yuko amaze gushengera iwawe*). (*Mana yanje Nzima! Mugumirize akabanga ku vyaha vyiwe Unamugirire impuhwe. Muhe kuroranirwa Unamubabarire ibicumuro. Akirana icubahiro umuzo wiwe Unamwagurire ubwinjiriro bw'imva yiwe. Mwoze n'amazi, urubura rw'imvura n'urubura rw'igikonyozi, Unamweze ivyaha nka kurya watumye impuzu yera ica ntisigareko umwanda. Muhindurire, Umuhe icumbi ryiza gusumba icumbi ryiwe (yahoramwo kw'isi); Umuhe n'umuryango mwiza kuruta umuryango wiwe (yahorana kw'isi) n'umucance mwiza gusumba uwo yahorana (kw'isi), Uheze Umwinjize mu Bwami bw'ijuru, Umukingire ibihano vyo mu mva n'ivyo mu muriro*), (*Unamwagurire imva yiwe, Unayimuheremwo umuco*).



**4.** Hanyuma akavuga ikuzwa ry'Imana rigira kane agaca arindira gato, agaheza akaramutsa rimwe risa ahindukiye iburyo. Birabereye kuduza amaboko mu gihe co kuvuga ikuzwa ry'Imana.

Iyo umuhisi ari igitsinagore, araheza akavuga mu kumusabira ati: "ALLAAHUMMA GH-FIR LAHAA…[57]". Iyo ibiziga ari bibiri, araheza akavuga ati: "ALLAAHUMMA GH-FIR LAHUMAA…", birenga bibiri naho akavuga ati: "ALLAAHUMMA GH-FIR LAHUM…".

Iyo umuhisi ari umwana yavutse atageze agaca ahwera, hakumusabira kubabarirwa ibicumuro, umuntu araheza akavuga ati:

**"اللَّهُمَّ اجْعَلْهُ فَرَطًا وَذُخْرًا لِوَالِدَيْهِ، وَشَفِيْعًا مُجَابًا، اللَّهُمَّ ثَقِّلْ بِهِ مَوَازِيْنَهُمَا، وَأَعْظِمْ بِهِ أُجُوْرَهُمَا، وَأَلْحِقْهُ بِصَالِحِ الْمُؤْمِنِيْنَ، وَاجْعَلْهُ فِيْ كَفَالَةِ إِبْرَاهِيْمَ عَلَيْهِ السَّلَامُ، وَقِهِ بِرَحْمَتِكَ عَذَابَ الْجَحِيْمِ "**

"ALLAAHUMMA J'ALHU FARATWAN WADHUKHRAN LIWAALIDAYHI, WASHAFII'AN MUJAABAN. ALLAAHUMMA THAQQIL BIHII MAWAAZIINAHUMAA, WA-A'DHWIM BIHII UJUURAHUMAA, WA-ALHIQHU BISWAALIHI L-MU-MINIINA,

[57]Akoresheje insigarirazina y'igitsina-gore (Haa), ahakoreshejwe insigarirazina y'igitsina-gabo (Hu).

WAJ'ALHU FII KAFAALATI IBRAAHIIMA ALAYHI SSALAAMU, WAQIHI BIRAHMATIKA ADHAABAL-JAHIIMI[58]".

(*Mana yanje Nzima! Mugire intunganyakazoza k'Ubwami bw'ijuru n'inziganyirizakazoza k'indishi ku bavyeyi biwe, umuvugizi azobavugira ku Mana Allah akumvirwa. Mana yanje Nzima! Mugire impamvu yo kuremera umunzane wabo w'ivyiza n'imvo yo kubagwiriza indishi, Mushire mu beranda b'abemeramana, Mushire mu bana bazorerwa hambavu ya Ibrahimu nyakugira amahoro y'Imana Allah, Unamukingire ku mpuhwe zawe ibihano vy'umuriro*).

Biri mu migenzo y'intumwa ko uwusengesha ahagarara amaja ku mutwe mu gihe umuhisi yoba ari umuhungu; agahagarara hagati na hagati mu gihe ari umukobwa. Ukwo ni ko vyakiriwe na Anasi[59] hamwe na Samura mwene Jundubi[60] (Imana Allah Ibishimire) mu nyigisho y'intumwa.

Nayo ibivugwa na bamwe mu bamenyi ko biri mu migenzo y'intumwa guhagarara amaja ku gikiriza mu gusengera umuhungu, ni ijambo ridafashe (ritagira ishingiro); nta cemezo rifise mu vyo tuzi.

Umuhisi mu gihe co kumusengera atumberezwa mu butumbero, hisunzwe inyigisho y'intumwa yavuzemwo ku vyerekeye Al-Ka'ba, ko ari bwo "butumbero bwanyu mutumbera mukiri bazima no mu gihe mwapfuye[61]".

Iyo ibiziga ari vyinshi, baraheza bakabitondeka imbere y'uwusengesha bahereye ku muhungu, hanyuma hagakurikira umukobwa. Iyo harimwo abana, baraheza bakabitondeka bahereye ku mwana w'umuhungu, hanyuma hagakurikira umugore, hanyuma hagakurikira umwana w'umukobwa[62]. Muri ico gihe rero, umutwe w'umwana w'umuhungu uraheza ukareha n'umutwe w'umugabo, amaja ku kiyunguyungu c'umugore hagatumbera ku mutwe w'umugabo. Ni nk'uko nyene umwana w'umukobwa, umutwe wiwe uraheza ugatumbera umutwe w'umugore, amaja ku kiyunguyungu ciwe hagatumbera ku mutwe w'umugabo.

Abasengera umuhisi rero baraheza bagahagarara bose inyuma y'uwusengesha, kiretse mu gihe umuntu atoronka ahantu ahagarara inyuma yiwe, araheza agahagarara iburyo bwiwe.

---

[58] Amwe mu majambo yakoreshejwe muri iki gisabisho, yakiriwe na Ibnu Abbasi na Abu Hurayra. Yashikirijwe na Abdu Razzaaq na Ibnu Abi Shayba. Mu bizwi n'abamenyi, ni uko ico gisabisho cavuzwe na Aliy mwene Hasani nk'uko vyashikirijwe na Abdu Razzaaq na Ibnu Abi Shayba.

[59] Yashikirijwe na Abu Dawud.

[60] Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

[61] Yakiriwe na Ubaydi mwene Umayri. Yashikirijwe na Abu Dawud.

[62] Raba ku rupapuro rwa 90 ukuntu ibiziga bisengerwa iyo ari mvyinshi.

## UKWITANGANIZA KURAMUTSA NO KWISHURA INDAMUTSO, UGUSABIRA UWASAMUYE IYO ASHIMAGIJE IMANA ALLAH, UGUSUHUZA UWURWAYE

**1.** Mu vyakiriwe na Abdullahi mwene Amri mwene Al-Aaswi (Imana Allah Ibishimire bompi), ni uko hari umuntu yabajije Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ati: "أَيُّ الْإِسْلَامِ خَيْرٌ؟ "
“Mu bwislamu ni igiki ciza gisumba ibindi?”. Yishuye iti:
"تُطْعِمُ الطَّعَامَ، وَتَقْرَأُ السَّلَامَ عَلَى مَنْ عَرَفْتَ وَمَنْ لَمْ تَعْرِفْ "
“Uratanga imfungurwa ugafungurira abantu, ukaramutsa indamutso y'amahoro uwo uzi n'uwo utazi[63]”.

**2.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:
"لَا تَدْخُلُوْنَ الْجَنَّةَ حَتَّى تُؤْمِنُوْا وَلَا تُؤْمِنُوْا حَتَّى تَحَابُّوْا، أَوَلَا أَدُلُّكُمْ عَلَى شَيْءٍ إِذَا فَعَلْتُمُوْهُ تَحَابَبْتُمْ؟ أَفْشُوا السَّلَامَ بَيْنَكُمْ"
“Ntimuzokwinjira mu Bwami bw'ijuru mutabanje kwemera, kandi ntimuzokwemera mutabanje gukundana. Mbega ndabereke ikintu mu gihe mwogikora mwokundana? Nimusasagaze indamutso y'amahoro hagati yanyu[64]”.

**3.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:
"خَمْسٌ تَجِبُ لِلْمُسْلِمِ عَلَى أَخِيْهِ: رَدُّ السَّلَامِ وَتَشْمِيْتُ الْعَاطِسِ، وَإِجَابَةُ الدَّعْوَةِ، وَعِيَادَةُ الْمَرِيْضِ، وَاتِّبَاعُ الْجَنَائِزِ "
“Hari ibintu bitanu umwislamu ategetswe gukora mu kwubahiriza agateka k'uwundi mwislamu: Ukwishura indamutso, ugusabira uwasamuye, ukwitaba ubutumire, ugusuhuza uwurwaye no guherekeza ibiziga[65]”.

**4.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

---

[63]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[64]Yashikirijwe na Muslim.
[65]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

"حَقُّ الْمُسْلِمِ عَلَـى الْمُسْلِمِ سِتٌّ". قِيْلَ: "مَا هُنَّ يَا رَسُوْلَ اللهِ". قَالَ: "إِذَا لَقِيْتَهُ فَسَلِّمْ عَلَيْهِ، وَإِذَا دَعَـاكَ فَأَجِبْهُ، وَإِذَا اسْتَنْصَحَكَ فَـانْصَحْ لَهُ، وَإِذَا عَطَسَ فَحَمِدَ اللهَ فَشَمِّتْهُ وَإِذَا مَرِضَ فَعُدْهُ، وَإِذَا مَاتَ فَاتَّبِعْهُ""

"Agateka k'umwislamu ku wundi mwislamu, ni ibintu bitandatu". Yarabajijwe iti: "Ivyo bintu bitandatu, ni ibihe ?" Yarishuye iti: "Iyo muhuye uramuramutsa, iyo agutumiye uramwitaba, iyo aguhanuje uramuhanura, iyo yasamuye agashimagiza Imana Allah uramusabira, iyo arwaye uramusuhuza n'iyo asezeye isi uramuherekeza kuja kumufuba[66]"".

**5.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"إِنَّ اللهَ يُحِبُّ الْعُطَاسَ، وَيَكْرَهُ التَّثَاؤُبَ، فَإِذَا عَطَسَ فَحَمِدَ اللهَ، فَحَقٌّ عَلَـى كُلِّ مُسْلِمٍ سَمِعَهُ أَنْ يُشَمِّتَهُ، وَأَمَّـا التَّثَـاؤُبُ فَإِنَّمَـا هُوَ مِنَ الشَّيْطَـانِ، فَلْيَرُدَّهُ مَـا اسْتَطَـاعَ، فَإِذَا قَـالَ: "هَـا"، ضَحِكَ مِنْهُ الشَّيْطَانُ"

"Mu vy'ukuri Imana Allah Irakunda ukwasamura, Ikanka ukwayura. Kubera ivyo rero, iyo umuntu yasamuye agashimagiza Imana Allah, ni ngombwa ko umwislamu wese amwumvise amusabira. Nayo ukwayura nta kindi guturukako atari shetani. Aramutse yayuye rero, abwirizwa kurwanya ukwo kwayura uko ashoboye. Iyo yayuye ati: "haa", shetani ica imutwenga[67]".

**6.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"التَّثَاؤُبُ مِنَ الشَّيْطَانِ، فَإِذَا تَثَاءَبَ فَلْيَكْظِمْ مَا اسْتَطَاعَ "

"Ukwayura guturuka kuri shetani. Umuntu aramutse yayuye, aragerageza uko ashoboye kurwanya uko kwayura[68]".

**7.** Mu vyakiriwe na Abu Sa'iid Al-Khudriy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"إِذَا تَثَاءَبَ أَحَدُكُمْ فَلْيُمْسِكْ عَلَى فِيْهِ، فَإِنَّ الشَّيْطَانَ يَدْخُلُ "

"Uwuzoramuka yayuye muri mwebwe, arashoka apfuka (n'ikiganza

[66] Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[67] Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[68] Yashikirijwe na Muslim.

c'ibubamfu) ku munwa, kuko mu vy'ukuri shetani iraheza ikawinjiramwo[69]”.

**8.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko (Intumwa) yavuze iti:

"إِذَا عَطَسَ أَحَدُكُمْ فَلْيَقُلْ: "الْحَمْدُ لِلَّهِ"، وَلْيَقُلْ لَهُ أَخُوهُ أَوْ صَاحِبُهُ: "يَرْحَمُكَ اللهُ"، فَإِذَا قَالَ لَهُ: "يَرْحَمُكَ اللهُ"، فَلْيَقُلْ: "يَهْدِيكُمُ اللهُ وَيُصْلِحُ بَالَكُمْ"

“Nihagira umwe muri mwebwe yasamura, aravuga ati: “ALHAMDU LILLAAH”, (Nihashimagizwe
Imana Allah). Uwuri kumwe na we canke mugenziwe araca amusabira ati: “YAR-HAMKA LLAAH”, (Urakagiririrwa impuhwe n'Imana Allah). Amaze kumusabira ati: “YAR-HAMKA LLAAH”, na we ashoke amubwira ati: “YAHDIIKUMU LLAAHU WAYUSW-LIH BAALAKUM[70] ” (*Murakarongorwa n'Imana Allah Yongere Ibatunganirize ivyanyu*)”.

**9.** Abu Musa Al-Ash'ariy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati:

"سَمِعْتُ رَسُولَ اللهِ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ يَقُولُ: "إِذَا عَطَسَ أَحَدُكُمْ فَحَمِدَ اللهَ فَشَمِّتُوهُ، فَإِنْ لَمْ يَحْمَدِ اللهَ فَلَا تُشَمِّتُوهُ""

“Narumvise Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: “Nihagira uwasamura muri mwebwe agashimagiza Imana Allah, muramusabira. Natashimagiza Imana Allah naho, ntimuzomusabire[71]””.

[69] Yashikirijwe na Muslim.
[70] Yashikirijwe na Al-Bukhariy.
[71] Yashikirijwe na Muslim.

# IBISABISHO VYO KUNINAHAZA IMANA ALLAH NO KUYISABA

## Ibisabisho vyo kuninahaza no gusaba mu gihe co kuryama no kuvyuka

**1)** Mu vyakiriwe na Hudhayfa (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora mu gihe ifashe ubusaswa mw'ijoro, yiseguza ukuboko (ikagushira musi y'itama ryayo), hanyuma ikavuga iti: **"اللَّهُمَّ بِاسْمِكَ أَمُوْتُ وَأَحْيَا "**

"ALLAAHUMMA BISMIKA AMUUTU WA-AH-YAA", (*Ewe Mana yanje Nzima! Ni kw'izina ryawe mpfa nkongera nkaronka ubuzima*). Mu gihe ivyutse naho yavuga iti: "الْحَمْدُ لِلَّهِ الَّذِيْ أَحْيَانَا بَعْدَ مَا أَمَاتَنَا وَإِلَيْهِ النُّشُوْرُ " "ALHAMDU LILLAAHI LLADHII AH-YAANAA BA'DA MAA AMAATANAA WA-ILAYHI NNUSHUUR". (*Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yadusubije ubuzima inyuma yuko Ibutwatse, ni no kuri Yo iyegeranywa ryacu*)[72].

**2)** Mu vyashikirijwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora mu gihe igiye ku busaswa igihe cose mw'ijoro, yegeranya ibiganza vyayo, igaca ihuhamwo nk'uwuvuma ikanasomeramwo "QUL HUWA LLAAHU AHAD", "QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQ" na "QUL A'UUDHU BIRABBI NNAAS", hanyuma igashoka ihanaguza nya biganza aho yihamvya ku mubiri, ihereye ku mutwe no mu maso n'ibihimba bikurikira (umanuka). Ivyo yabigira incuro zitatu[73].

**3)** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire):
"أَنَّهُ أَتَاهُ آتٍ يَحْثُوْ مِنَ الصَّدَقَةِ، وَكَانَ قَدْ جَعَلَهُ النَّبِيُّ صَلَّـــى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ عَلَيْهَا لَيْلَةً بَعْدَ لَيْلَةٍ، فَلَمَّا كَانَ فِي اللَّيْلَةِ الثَّالِثَةِ، قَالَ: "لَأَرْفَعَنَّكَ إِلَى رَسُوْلِ اللهِ صَلَّـى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ"، قَالَ: "دَعْنِيْ أُعَلِّمْكَ كَلِمَاتٍ يَنْفَعُكَ اللهُ بِهَا"، قُلْتُ: "مَا هِيَ؟" قَالَ: "إِذَا أَوَيْتَ إِلَـى فِرَاشِكَ فَاقْرَأْ آيَةَ الْكُرْسِيِّ: "اللهُ لَا إِلَهَ إِلَّا هُوَ الْحَيُّ الْقَيُّوْمُ"، حَتَّـــى تَخْتِمَ الْآيَةَ، فَإِنَّهُ لَا يَزَالُ عَلَيْكَ مِنَ اللهِ حَافِظٌ، وَلَا يَقْرَبَنَّكَ شَيْطَانٌ حَتَّى تُصْبِحَ". فَقَالَ النَّبِيُّ صَلَّـى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ: "صَدَقَكَ وَهُوَ كَذُوْبٌ، ذَاكَ شَيْطَانٌ"".

---

[72] Yashikirijwe na Al-Bukhariy. Na Muslim yarashikirije iyindi nyigisho nk'iyo, yakiriwe na Al- Baraa-u mwene Aazibu.

[73] Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

“Ni uko igihe kimwe haje umuntu atangura gukoba mu mperezwa (z'imfungurwa) yari yacungishijwe n'Intumwa mw'ijoro. Nya muntu agarutse mw'ijoro rigira gatatu, ni ho Abu Hurayra yamubwira ati: “Ntegerezwa kugushengeza imbere y'Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)”. Nya muntu ati: “Ndeka ntunshengeze ndakwigishe amajambo azokugirira ikimazi ku Mana Allah”. Naciye mvuga nti: “Ni ayahe?”. Yarishuye ati: “Niwaja gufata ubusaswa, urashoka usoma Ayatu l-Kursiy[74] yose gushika uyiheze, uzoheza ubandanye kuba ukingiwe n'Imana Allah, nta shetani izokwigera ikwegera gushika buce”. Intumwa yaciye ivuga iti: “Yakubwije ukuri n'aho yaguhenze, urya ni shetani[75]”.

**4)** Mu vyakiriwe na Abu Mas'uud Al-Answaariy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "مَنْ قَرَأَ بِالْآيَتَيْنِ مِنْ آخِرِ سُوْرَةِ الْبَقَرَةِ فِيْ لَيْلَةٍ كَفَتَاهُ"

“Uwusomye Ayah zibiri zihereza igisomwa c'Inka[76] mw'ijoro, ziramukingira bikwiye[77]”.

**5)** Mu vyakiriwe na Al-Baraa-u mwene Aazibu (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Niwafata ubusaswa bwawe, urabanza utunganye isuku ryo gusenga, hanyuma uryamire urubavu rw'iburyo, uce uvuga uti:

"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْلَمْتُ نَفْسِيْ إِلَيْكَ، وَوَجَّهْتُ وَجْهِيْ إِلَيْكَ، وَفَوَّضْتُ أَمْرِيْ إِلَيْكَ، وَأَلْجَأْتُ ظَهْرِيْ إِلَيْكَ رَغْبَةً وَرَهْبَةً إِلَيْكَ لَا مَلْجَأَ وَلَا مَنْجَى مِنْكَ إِلَّا إِلَيْكَ، آمَنْتُ بِكِتَابِكَ الَّذِيْ أَنْزَلْتَ، وَبِنَبِيِّكَ الَّذِيْ أَرْسَلْتَ "

“ALLAAHUMMA INNII ASLAMTU NAFSII ILAYKA, WAWAJJAHTU WAJHII ILAYKA, WAFAWWADWTTU AMRII

---

[74]Igisomwa c'Inka, Ayah ya 255. Na yo ni “ALLAAHU LAA ILAAHA ILLAA HUWA L-HAYYU L-QAYUUM, LAA TA-AKHUDHUHU SINATUN WALAA NAWM, LAHUU MAA FI SSAMAAWAATI WAMAA FI L-ARDWI. MAN DHA LLADHII YASH-FA'U INDAHUU ILLAA BI-IDH-NIHI, YA'LAMU MAA BAYNA AYDIIHIM WAMAA KHAL-FAHUM, WALAA YUHIITWUUNA BISHAY-IN MIN ILMIHII ILLAA BIMAA SHAA-A, WASI'A KURSIYYUHU SSAMAAWAATI WAL-ARDWA. WALAA YA-UUDUHUU HIF-DHWUHUMAA WAHUWA L'ALIYYU L'ADHWIIM”.

[75]Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

[76]Ni Ayah ya 285 na Ayah Ya 286.

[77]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

ILAYKA, WA-ALJA-TU DHWAHRII ILAYKA RAGHBATAN WARAHBATAN ILAYKA, LAA MALJA-A WALAA MANJAA MINKA ILLAA ILAYKA, AAMANTU BIKITAABIKA LLADHII ANZALTA WABINABIYYIKA LLADHII ARSALTA", (*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndaguhereje umushaha wanje, ndaniyerekeje iwawe, ibintu vyanje vyose ndabigushinze, umugongo wanje ndawuhungishirije iwawe ndondera impuhwe zawe, ntinya ibihano vyawe. Nta buhungiro eka nta n'ubukiriro kiretse iwawe. Mana yanje Nzima! Naremeye Ibitabu vyawe Wamanuye n'abavugishwamana bawe Warungitse*). Bishitse rero muri nya joro ugasezera isi, uzosezera uri ku kwemera-ndemanwa (fitwra). Uraheza rero ayo majambo uyagire ica nyuma uvuga[78]".
Mu nyigisho yashikirijwe na Muslim (nyakugira impuhwe z'Imana Allah): "Uraheza rero ayo majambo uyagire ijambo ryawe rya nyuma".

**6)** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora ivuga mu gihe igiye ku busaswa iti:

**"اللَّهُمَّ رَبَّ السَّمَاوَاتِ وَرَبَّ الْأَرْضِ وَرَبَّ الْعَرْشِ الْعَظِيْمِ، رَبَّنَا وَرَبَّ كُلِّ شَيْءٍ، فَالِقَ الْحَبِّ وَالنَّوَى، وَمُنْزِلَ التَّوْرَاةِ وَالْإِنْجِيْلِ وَالْفُرْقَانِ، أَعُوْذُ بِكَ مِنْ شَرِّ كُلِّ شَيْءٍ أَنْتَ آخِذٌ بِنَاصِيَتِهِ، اللَّهُمَّ أَنْتَ الْأَوَّلُ فَلَيْسَ قَبْلَكَ شَيْءٌ، وَأَنْتَ الْآخِرُ فَلَيْسَ بَعْدَكَ شَيْءٌ، وَأَنْتَ الظَّاهِرُ فَلَيْسَ فَوْقَكَ شَيْءٌ، وَأَنْتَ الْبَاطِنُ فَلَيْسَ دُوْنَكَ شَيْءٌ، اقْضِ عَنَّا الدَّيْنَ وَأَغْنِنَا مِنَ الْفَقْرِ"**

"ALLAAHUMMA RABBA SSAMAAWAATI WARABBA L-ARDWI WARABBA L'ARSHI L'ADHWIIMI, RABBANAA WARABBA KULLI SHAY-IN, FAALIQA L-HABBI WANNAWAA, WAMUNZILA TTAWRAATI WAL-INJIILI WAL-FURQAANI, A'UUDHU BIKA MIN SHARRI KULLI SHAY-IN ANTA AAKHIDHUN BINAASWIYATIHI. ALLAAHUMMA ANTA L-AWWALU FALAYSA QABLAKA SHAY-UN, WA-ANTA L-AAKHIRU FALAYSA BA'DAKA SHAY-UN, WA-ANTA DDHWAAHIRU FALAYSA FAWQAKA SHAY-UN, WA-ANTA L-BAATWINU FALAYSA DUUNAKA SHAY-UN, IQ-DWI ANNA DDAYNA WA-AGHNINAA MINA L-FAQRI[79]".

---

[78]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.
[79]Yashikirijwe na Muslim.

(*Mana yanje Nzima! Mana Rurema w'amajuru! Mana Rurema w'isi! Mana Rurema w'ubuhangamo*[80] *buhambaye! Mana yacu Rurema Ukaba n'Imana Rurema w'ikintu ico ari co cose! Usatura urutete n'urubuto bikagondora! Wamanuye Tawurati, Injili na Qor'ani! Ndakwikinzeko Unkingire inabi y'ikintu cose kiri mu minwe yawe mu kukibeshaho. Mana yanje Nzima! Wewe ni We wa mbere nta cigeze kibaho imbere yawe. Ni na Wewe wa nyuma nta kizobaho inyuma yawe. Ni na Wewe Rwigaragaza nta cigaragaza hejuru yawe. Ni na Wewe Rwihisha nta na kimwe kikwihisha, Turihire umwenda unadukenure tuve mu bukene*).

**7)** Mu vyakiriwe na Hafswa umuvyeyi w'abemeramana (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu gihe ishatse kuryama yahora yisegura ukuboko kw'ukuryo, ikagushira musi y'itama ry'iburyo, hanyuma igaca ivuga incuro zitatu iti:

"اللَّهُمَّ قِنِي عَذَابَكَ يَوْمَ تَبْعَثُ عِبَادَكَ"

"ALLAAHUMMA QINII ADHAABAKA YAWMA TAB'ATHU IBAADAKA[81]".

(*Mana yanje Nzima! Nkingira ibihano vyawe umusi wazuye ibiremwa vyawe*).

**8)** Mu vyakiriwe na Anasi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu gihe igiye ku busaswa yahora ivuga iti:

"الْحَمْدُ لِلَّهِ الَّذِي أَطْعَمَنَا وَسَقَانَا وَكَفَانَا وَآوَانَا، فَكَمْ مِمَّنْ لَا كَافِيَ لَهُ وَلَا مُؤْوِيَ"

"ALHAMDU LILLAAHI LLADHII ATW'AMANAA WASAQAANAA WAKAFAANAA WA-AAWAANAA. FAKAM MIN MAN LAA KAAFIYA LAHU WALAA MU-WII[82]". (*Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yaduhaye ivyo dufungura, Ikaduha n'ivyo tunywa, Ikaduha ibidukwiye, Ikaduha n'uburaro. Ni bangahe (mu bantu) badafise ikibakwiye n'uburaro*).

---

[80] Al'Arsh.
[81] Yashikirijwe na Ahmad na Abu Dawud.
[82] Yashikirijwe na muslim.

**9)** Mu vyashikirijwe na mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) ni uko yabwiye umuntu umwe mu gihe afashe ubusaswa ko yovuga ati:

**"اللَّهُمَّ خَلَقْتَ نَفْسِيْ وَأَنْتَ تَوَفَّاهَا، لَكَ مَمَاتُهَا وَمَحْيَاهَا، إِنْ أَحْيَيْتَهَا فَاحْفَظْهَا، وَإِنْ أَمَتَّهَا فَاغْفِرْ لَهَا، اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْعَافِيَةَ "**

"ALLAAHUMMA KHALAQTA NAFSII WA-ANTA TATAWAFFAAHAA, LAKA MAMAATUHAA WAMAH-YAAHAA, IN AH-YAYTAHAA FAH-FADHW-HAA, WA-IN AMATTAHAA FAGH-FIR LAHAA. ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L'AAFIYA", (*Mana yanje Nzima! Wararemye umushaha wanje; ni na Wewe Uzowica, Urafise ububasha bwo kuwica n'ubwo kuwuha ubuzima. Niwawuha rero ubuzima ukaramuka, Urawubungabunga. Niwawica Ukawugumya naho, Urawugumiriza akabanga Uwubabarire. Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndagusavye ukuroranirwa*). Mwene Omari yavuze ati: "Navyumvise ku Ntumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)[83]"".

**10)** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana Allah yavuze iti:

**"إِذَا آوَى أَحَدُكُمْ إِلَى فِرَاشِهِ فَلْيَأْخُذْ دَاخِلَةَ إِزَارِهِ فَلْيَنْفُضْ بِهَا فِرَاشَهُ وَلْيُسَمِّ اللهَ، فَإِنَّهُ لَا يَعْلَمُ مَا خَلَفَهُ بَعْدَهُ عَلَى فِرَاشِهِ، فَإِذَا أَرَادَ أَنْ يَضْطَجِعَ فَلْيَضْطَجِعْ عَلَى شِقِّهِ الْأَيْمَنِ وَلْيَقُلْ: "سُبْحَانَكَ اللَّهُمَّ رَبِّيْ بِكَ وَضَعْتُ جَنْبِيْ وَبِكَ أَرْفَعُهُ، إِنْ أَمْسَكْتَ نَفْسِيْ فَاغْفِرْ لَهَا، وَإِنْ أَرْسَلْتَهَا فَاحْفَظْهَا بِمَا تَحْفَظُ بِهِ عِبَادَكَ الصَّالِحِيْنَ"".**

"Umwe muri mwebwe niyaja ku busaswa araheza afate impuzu yiwe ihinduriye ace ayikunkumuza ubusaswa bwiwe anavuge ati: "BISMI LLAAH", kuko mu vy'ukuri ntazi icoba camusubiriye ku busaswa bwiwe. Niyashaka kuryama rero araheza aryamire urubavu rwiwe rw'iburyo ashoke avuga ati: "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA RABBII BIKA WADWA'TU JANBII, WABIKA AR-FA'UHU, IN AMSAK-TA NAFSII FAGH-FIR LAHAA, WA-IN ARSALTAHAA FAH-FADHW-HAA BIMAA TAHFADHWU BIHII IBAADAKA SSWAALIHIINA[84]"". (*Ininahazwa ni iryawe. Mana yanje Nzima! Ni ku bushobozi bwawe nashoboye gukika urubavu rwanje ku buriri, ni no ku bushobozi bwawe*

---

[83] Yashikirijwe na muslim.
[84] Yashikirijwe na AL-Bukhariy na Muslim.

*mpava ndaruvyura. Niwagumya umushaha wanje ngapfa, Urangumirizaakabanga Umbabarire. Niwawurekura nkavyuka naho, Urawubungabunga mu buryo Ubungabunga abaja bawe beranda*).

**11)** Mu vyakiriwe na Ali (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Fatuma (Imana Allah Imwishimire) yagiye gusaba Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) umukozi, hanyuma ntiyayisangaho, araheza abwira Aisha (Imana Allah Imwishimire) icamugenza. Intumwa imaze gutaha, ni ho yayibwiye icamugenza. Ali yavuze ati: "Ni ho rero Intumwa yaza kuturaba, twari twamaze kuryama, ngize ngo mvyuke, ica imbwira iti: "Nimugume muryamye". Iraheza yicara hagati yacu gushika n'aho numva ku gikiriza canje ibirenge vyayo bikanye, ica ivuga iti: "Mbega ndabereke ikintu ciza kuri mwebwe gisumba umukozi! Nimwaja ku busaswa bwanyu muraheza muninahaze Imana Allah muti: "SUB-HAANA LLAAH" incuro mirongo itatu na zitatu, mushimagize Imana Allah muti: "ALHAMDU LILLAAH" incuro mirongo itatu na zitatu, mukuze Imana Allah muti: "ALLAAHU AKBAR" incuro mirongo itatu na zine. Ivyo ni vyiza kuri mwebwe gusumba umukozi[85]". Ali yavuze ati: "Ntitwigeze tureka kuvuga nya majambo kuva aho tuyumviye ku Ntumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)[86]".

**12)** Mu vyakiriwe na Ubada mwene Al-Swaamit (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwikanguye mw'ijoro, maze akavuga ati:

**"لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ، وَلَهُ الْحَمْدُ، وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ، الْحَمْدُ لِلَّهِ، وَسُبْحَانَ اللهِ، وَلَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ، وَاللهُ أَكْبَرُ، وَلَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ". ثُمَّ قَالَ: "اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِيْ"، أَوْ دَعَا اسْتُجِيْبَ لَهُ، فَإِنْ تَوَضَّأَ وَصَلَّى قُبِلَتْ صَلَاتُهُ"**

"LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAH-DAHU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU, WALAHU L-HAMDU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIRU, ALHAMDU LILLAAH, WASUB-HAANA LLAAH, WALAA ILAAHA ILLA LLAAHU, WALLAAHU AKBARU, WALAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH", (*Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Yonyene*

---

[85]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

[86]Iryo jambo rya Ali ryashikirijwe na Abu Dawud. Yariheraheje avuga ati: "Kiretse mw'ijoro buca haba urugamba rwa "swiffiina", ni ho nibutse nya majambo mu bucagucagu nca ndayavuga".

*Itabangikanywa. Ubwami n'ishimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose. Ishimagizwa ni iry'Imana Allah n'ininahazwa ni iry'Imana Allah. Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, ni na Yo Nkuru nikuzwe. Nta buhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse mu gihe nshobojwe n'Imana Allah*), hanyuma agaca avuga ati: “ALLAAHUMMA GH-FIR LII”, (*Mana yanje Nzima! Ngumiriza akabanga Umbabarire*), canke agasaba, arumvirwa n'Imana Allah. Iyo rero atunganije isuku ryo gusenga agasenga, isengesho ryiwe rirakirwa n'Imana Allah[87]”.

[87]Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

## ININAHAZWA RY'IMANA ALLAH MU GITONDO NO KU MUGOROBA

**1.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"مَنْ قَـــالَ حِيْنَ يُصْبِحُ وَحِيْنَ يُمْسِيْ: "سُبْحَـــانَ اللهِ وَبِحَمْدِهِ" مِـــائَةَ مَرَّةٍ، لَمْ يَأْتِ أَحَدٌ يَوْمَ الْقِيَامَةِ بِأَفْضَلَ مِمَّا جَاءَ بِهِ، إِلَّا أَحَدٌ قَالَ مِثْلَ مَا قَالَ أَوْ زَادَ عَلَيْهِ".

"Uwuvuze igihe aramutse n'igihe yiriwe ati: "SUB-HAANA LLAAHI WABIHAMDIHI", (*Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivy'Imana Allah*) incuro ijana, nta n'umwe azoza ku musi w'izuka afise ivyiza bisumba ivyo azoza afise, kiretse uwuzoba yavuze nk'ivyo yavuze canke akarenzako[88]".

**2.** Mu vyakiriwe na mwene Mas'uud (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora ivuga mu gihe yiriwe iti:

**" أَمْسَيْنَا وَأَمْسَـــى الْمُلْكُ لِلَّهِ، وَالْحَمْدُ لِلَّهِ، لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ وَلَهُ الْحَمْدُ، وَهُوَ عَلَـــى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ، رَبِّ أَسْأَلُكَ خَيْرَ مَا فِيْ هَذِهِ اللَّيْلَةِ وَخَيْرَ مَا بَعْدَهَا، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنْ شَرِّ مَا فِيْ هَذِهِ اللَّيْلَةِ وَشَرِّ مَا بَعْدَهَا، رَبِّ أَعُوْذُ بِكَ مِنْ عَذَابٍ فِـــي النَّارِ وَعَذَابٍ فِي الْقَبْرِ "**

"AM-SAYNAA WA-AMSA L-MULKU LILLAAHI, WAL-HAMDU LILLAAH, LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAH-DAHU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR, RABBI AS-ALUKA KHAYRA MAA FII HAADHIHI LLAYLATI WAKHAYRA MAA BA'DAHAA, WA-A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA FII HAADHIHI LLAYLATI WASHARRI MAA BA'DAHAA. RABBI A'UUDHU BIKA MINA L-KASALI WASUU-I L-KIBARI. RABBI A'UUDHU BIKA MIN'ADHAABIN FI NNAARI WA'ADHAABIN FI L-QABRI".

(*Twiriwe, n'ubwami bwiriwe ari ubw'Imana Allah, nihashimagizwe Imana Allah, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa. Ubwami n'ishimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose. Mana yanje Rurema! Ndagusavye ivyiza vy'ibiri muri iri joro, n'ivyiza vy'ibiri mu rikurikira. Ndakwikinzeko (Unkingire) ibibi*

[88]Yashikirijwe na Muslim.

*vy'ibiri muri iri joro, n'ibibi vy'ibiri mu rikurikira. Mana yanje Rurema! Ndakwikinzeko (Undinde) ubunebwe n'ugusaza nabi. Mana yanje Rurema! Ndakwikinzeko (Unkingire) uguhanwa mu muriro n'uguhanwa mu mva*). Iyo iramutse yavuga nk'uko nyene, igatangura ivuga iti:

**"أَصْبَحْنَا وَأَصْبَحَ الْمُلْكُ لِلَّهِ..."**

"ASW-BAH-NAA WA-ASW-BAHA L-MULKU LILLAAHI…", (*Twaramutse, n'ubwami bwaramutse ari ubw'Imana Allah…*[89]).

**3.** Mu vyakiriwe na Shaddaadi mwene Ausi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Ijambo rihambaye ryo gusaba imbabazi ni ukuvuga uti:

**"اللهُمَّ أنْتَ ربِّي لَا إِلَه إلَّا أَنْتَ، خَلَقْتَنِي وَأنَا عَبْدُكَ، وَأَنَا عَلَى عَهْدِكَ وَوَعْدِكَ ما اسْتَطَعْتُ، أَعُوذُ بِكَ مِنْ شَرِّ مَا صَنَعْتُ، أَبُوءُ لَكَ بِنِعْمَتِكَ عَلَيَّ، وأَبُوءُ بِذَنْبِي فاغْفِرْ لِي، فَإِنَّهُ لَا يَغْفِرُ الذُّنُوبَ إِلَّا أَنْتَ".**

"ALLAAHUMMA ANTA RABBII, LAA ILAAHA ILLAA ANTA, KHALAQ-TANII WA-ANA AB-DUKA, WA-ANA ALAA AH-DIKA WAWA'DIKA MA-STATWA'TU, A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA SWANA'TU, ABUU-U LAKA BINI'MATIKA ALAYYA WA-ABUU-U BIDHAMBII, FAGH-FIR LII, FA-INNAHU LAA YAGH-FIRU DDHUNUUBA ILLAA ANTA", (*Mana yanje Nzima! Wewe ni Yo Mana yanje Rurema, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe. Warandemye kandi nanje ndi umuja wawe, kandi ndi kw'isango ryawe n'isezerano ryawe uko nshoboye, ndakwikinzeko (Unkingire) inabi y'ivyo nakoze, ndemanze imbere Yawe inema zawe, kandi ndireze imbere yawe ivyaha vyanje. Kubera ivyo rero, Ngumiriza akabanga Umbabarire, mu vy'ukuri ntawubabarira ibicumuro atari Wewe*).

Yavuze iti: "Uwuvuze ayo majambo ku murango ayemera, hanyuma agasezera isi kuri nya murango butaragoroba, azoba ari mu bantu bo mu Bwami bw'ijuru. Uwuyavuze mw'ijoro ayemera, hanyuma agasezera isi muri nya joro butaraca, azoba ari mu bantu bo mu Bwami bw'ijuru[90]"".

**4.** Mu vyakiriwe na Abdullahi mwene Habib (Imana Allah Imwishimire) bivuye kwa se yavuze ati: "Igihe kimwe twasohotse mw'ijoro hariko haragwa imvura mu mwijima mwinshi, dushaka ko Intumwa (nyakugira

---

[89]Yashikirijwe na Muslim.
[90]Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) idusengesha, tugize ngo turahuye itubaza iti: “Mbega mwamaze gusenga?” Nta na kimwe nishuye. Ica ivuga iti: “QUL” (Vuga). Nta na kimwe nishuye. Irasubira iti: “QUL” (Vuga).Nta na kimwe nishuye. Irongera iti: “QUL” (Vuga). Ndaheza mvuga nti: “Ntumwa y'Imana! Mvuge iki?”. Ica ivuga iti: Ugusoma igisomwa “QUL HUWA LLAAHU AHAD” hamwe n'ibisomwa bibiri bikingira igihe wiriwe n'igihe uramutse incuro zitatu, kugukingira inabi y'ikintu ico ari co cose[91]””.

**5.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Abu Bakr Al-Swiddiq (Imana Allah Imwishimire) yabwiye Intumwa ati: “Ntumwa y'Imana! Mbwiriza amajambo novuga mu gihe ndamutse no mu gihe niriwe.” Intumwa iti: “Vuga uti:

**"اللّهُمَّ فَاطِرَ السَّمَاوَاتِ وَالْأَرْضِ عَالِمَ الْغَيْبِ وَالشَّهَادَةِ رَبَّ كُلِّ شَيْءٍ وَمَلِيْكَهُ، أَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ، أَعُوْذُ بِكَ مِنْ شَرِّ نَفْسِيْ وَشَرِّ الشَّيْطَانِ وَشِرْكِهِ، وَأَنْ أَقْتَرِفَ عَلَى نَفْسِيْ سُوْءً أَوْ أَجُرَّهُ إِلَى مُسْلِمٍ"**

“ALLAAHUMMA FAATWIRA SSAMAAWAATI WAL-ARDWI, AALIMA L-GHAYBI WASSHAHAADATI, RABBA KULLI SHAY-IN WAMALIIKAHU, ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLAA ANTA, A'UUDHU BIKA MIN SHARRI NAFSII WASHARRI SSHAYTWAANI WASHIRKIHI”, “WA-AN AQ-TARIFA ALAA NAFSII SUU-AN AW AJURRAHU ILAA MUSLIM””, (*Mana yanje Nzima! Muremyi w'amajuru n'isi! Rumenyi w'ibinyegeje n'ibiboneka! Mana Rurema w'ikintu cose na Rugaba waco! Ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe. Ndakwikinzeko Unkingire inabi y'umushaha wanje, inabi ya shetani n'imitego yayo, Unkingire kwikwegerako inabi canke kuyikwegera umwislamu*). Yavuze iti: “Yavuge igihe uramutse, igihe wiriwe n'igihe ufashe ubusaswa[92]””.

**6.** Mu vyakiriwe na Othmaani mwene Affaani (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Nta muntu n'umwe avuga mu gitondo c'umutaga uwo ari wo wose no ku mugoroba w'ijoro iryo ari ryo ryose ati:

---

[91]Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirimidhiy na Al-Nasaa-iy.
[92]Yashikirijwe na Ahmad na Abu Dawud na Al-Tirmidhiy na Al-Nasaa-iy na Al-Bulkhariy.

"بِسْمِ اللهِ الذِي لَا يَضُرُّ مَعَ اسْمِهِ شَيْءٌ فِي الأَرْضِ وَلَا فِي السَّمَاءِ وَهُوَ السَّمِيعُ العَلِيمُ".

"BISMI LLAAHI LLADHII LAA YADWURUU MA'A SMIHII SHAY-UN FI L-ARDWI WALAA FI SSAMAA-I, WAHUWA SSAMII'U L'ALIIMU", (*Kw'izina ry'Imana Allah, Yo ahavuzwe Izina ryayo ata kigira ingaruka mbi kw'isi canke mw'ijuru, kandi Iyo Mana Allah ni Nyenukwumva, Nyenubumenyikurivyose*) incuro zitatu, hanyuma ngo hagire ikimubangamira[93]".

**7.** Mu vyakiriwe na Thawbaani umukozi w'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Nta mwislamu n'umwe avuga igihe aramutse n'igihe yiriwe incuro zitatu ati:

"رَضِيْتُ بِاللهِ رَبًّا وَبِالإِسْلَامِ دِينًا وَبِمُحَمَّدٍ صَلَى اللهُ عَلَيْه وسلمَ نَبِيًّا "

"RADWIITU BILLAAHI RABBAN, WABIL-ISLAAMI DIINAN, WABIMUHAMMADIN SWALLA LLAAHU ALAYHI WASALLAMA NABIYYAN", (*Ndashimishwa n'uko Allah ari Yo Mana yanje Rurema, n'uko ubwislamu ari ryo dini ryanje, n'uko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari yo Ntumwa yanje*), kiretse ko Imana Allah Itegerezwa kumushimisha ku musi w'izuka[94]".

Iyi nyigisho ivuzwe nk'uko yashikirijwe na Ahmad, kiretse ko atavuze ko yakiriwe na Thawbaani, uwamuvuze akaba ari Al-Tirmidhiy.

**8.** Mu vyashikirijwe na Muslim, vyakiriwe na Abu Sa'iid Al-Khudriy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuvuze ati:

"رَضِيْتُ بِاللهِ رَبًّا وَبِالْإِسْلَامِ دِيْنًا وبِمُحَمَّدٍ نَبِيًّا".

"RADWIITU BILLAAHI RABBAN, WABIL-ISLAAMI DIINAN, WABIMUHAMMADIN NABIYYAN", (*Ndashimishwa n'uko Allah ari Yo Mana yanje Rurema, n'uko ubwislamu ari ryo dini ryanje, n'uko Muhamadi ari yo Ntumwa yanje*), ategerezwa kuronka Ubwami bw'ijuru".

Muslim yashikirije mu gitabu ciwe ivyakiriwe na Al'Abbaas mwene Abdi l-Muttwalib (Imana Allah Imwishimire) ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"ذَاقَ طَعْمَ الْإِيْمَانِ مَنْ رَضِيَ بِاللهِ رَبًّا وَبِالْإِسْلَامِ دِيْنًا وَبِمُحَمَّدٍ رَسُوْلًا "

---

[93]Yashikirijwe na Ahmad na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maaja.
[94]Yashikirijwe na Ahmad na Abu Dawud na Al-Nasaa-iy na Ibnu Maaja.

“Yaramaze kwumva akanovera ko kwemera, uwashimye ko Allah ari Imana Rurema, ko ubwislamu ari idini n'uko Muhamadi ari Intumwa”.

**9.** Mu vyakiriwe na Anasi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Uwuvuze igihe aramutse n'igihe yiriwe ati:

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَصْبَحْتُ أُشْهِدُكَ، وَأُشْهِدُ حَمَلَةَ عَرْشِكَ وَمَلَائِكَتَكَ وَجَمِيْعَ خَلْقِكَ أَنَّكَ أَنْتَ اللهُ لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ، وَأَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُكَ وَرَسُوْلُكَ".**

“ALLAAHUMMA INNII ASW-BAH-TU USH-HIDUKA, WA-USH-HIDU HAMALATA AR-SHIKA, WAMALAA-IKATAKA, WAJAMII'A KHAL-QIKA, ANNAKA ANTA LLAAHU LAA ILAAHA ILLAA ANTA, WA-ANNA MUHAMMADAN ABDUKA WARASUULUKA”, (*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri naramutse ndakugize Icabona, ndanagize ivyabona abamalayika bareruye Ubuhangamo bwawe, n'abandi bamalayika bawe, n'ibiremwa vyawe vyose, ko Wewe mu vy'ukuri ari Wewe Mana Allah, nta yindi mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe Wenyene, n'uko Muhamadi ari umuja akaba n'Intumwa Yawe*), Imana Allah Imubohora mu muriro ica kane.

Uwuvuze ayo majambo incuro zibiri, Imana Allah Imubohora mu muriro igice; uwuyavuze incuro zitatu na we, Imana Allah Imubohora mu muriro ivy'akane bitatu; uwuyavuze incuro zine, Imana Allah Imubohora wese mu muriro[95]”.

Iyi nyigisho yashikirijwe kandi na Al-Nasaa-iy mu bikorwa vy'umutaga n'ijoro mu majambo akurikira:

**"مَنْ قَـــالَ حِيْنَ يُصْبِحُ: "اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَصْبَحْتُ أُشْهِدُكَ، وَأُشْهِدُ حَمَلَةَ عَرْشِكَ وَمَلَائِكَتَكَ وَجَمِيْعَ خَلْقِكَ أَنَّكَ أَنْتَ اللهُ لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ وَحْدَكَ لَا شَرِيْكَ لَكَ، وَأَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُكَ وَرَسُوْلُكَ""**

“Uwuvuze igihe aramutse ati: “ALLAAHUMMA INNII USH-HIDUKA, WA-USH-HIDU HAMALATA AR-SHIKA, WAMALAA-IKATAKA, WAJAMII'A KHAL-QIKA, ANNAKA ANTA LLAAHU LAA ILAAHA ILLAA ANTA WAH-DAKA LAA SHARIIKA LAKA, WA-ANNA MUHAMMADAN ABDUKA WARASUULUKA”, (*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndakugize icabona, ndanagize ivyabona abamalayika bareruye Ubuhangamo bwawe, n'abandi bamalayika bawe, n'ibiremwa*

---

[95] Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Nasaa-iy

*vyawe vyose, ko Wewe mu vy'ukuri ari Wewe Mana Allah, nta yindi mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe Wenyene Utabangikanywa, n'uko Muhamadi ari umuja akaba n'Intumwa yawe*), Imana Allah Imubohora mu muriro kuri uwo musi ica kane; iyo avuze ayo majambo incuro zine, Imana Allah Imubohora wese mu muriro kuri uwo musi".

**10.** Mu vyakiriwe na Abdullah mwene Ghannaam (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuvuze igihe aramutse ati:

**" اللَّهُمَّ مَــا أَصْبَحَ بِيْ مِنْ نِعْمَةٍ أَوْ بِــأحدٍ مِنْ خَلْقِكَ فَمِنْكَ وَحْدَكَ لاَ شَرِيْكَ لَكَ، فَلَكَ الْحَمْدُ وَلَكَ الشُّكْرُ"، فَقَدْ أَدَّى شُكْرَ يَوْمِهِ، وَمَنْ قَالَ مِثْلَ ذَلِكَ حِيْنَ يُمْسِيْ فَقَدْ أَدَّى شُكْرَ لَيْلَتِهِ"**

"ALLAAHUMMA MAA ASWBAHA BII MIN NI'MATIN AW BI-AHADIN MIN KHALQIKA, FAMINKA WAH-DAKA LAA SHARIIKA LAKA, FALAKA L-HAMDU WALAKA SSHUKRU",(*Mana yanje Nzima! Ivyo naramukanye mu nema zawe canke ivyo umwe wese mu biremwa vyawe yazindukanye, vyose bituruka kuri Wewe Wenyene gusa ata n'umwe mubangikanije. Kubera ivyo rero, ishimagizwa no gushimwa ni ivyawe*), ni ukuri aba ashimye inema z'uwo musi.

Uwuvuze nk'iki gisabisho na we igihe yiriwe, ni ukuri aba ashimye inema z'iryo joro".

Iyi nyigisho yashikirijwe nk'ukwo na Abu Dawudi na Al-Nasaa-iy mu bikorwa vy'umutaga n'ijoro, ariko ntiyavuzemwo ijambo "igihe yiriwe". Yaranashikirijwe na Ibnu Hibbaani mu majambo nk'aya Al-Nasaa-iy, mu vyashikirijwe na mwene Abbasi (Imana Allah Ibishimire bompi we hamwe na se).

**11.** Abdullah mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) itigeze ireka kuvuga aya majambo igihe iramutse n'igihe yiriwe:

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْعَافِيَةَ فِــي الدُّنْيَا وَالْآخِرَةِ، اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْعَفْوَ وَالْعَافِيَةَ فِيْ دِيْنِيْ وَدُنْيَايَ وَأَهْلِيْ وَمَالِيْ، اللَّهُمَّ اسْتُرْ عَوْرَاتِيْ وَآمِنْ رَوْعَـاتِيْ، اللَّهُمَّ احْفَظْنِيْ مِنْ بَيْنِ يَدَيَّ وَمِنْ خَلْفِيْ وَعَنْ يَمِيْنِيْ وَعَنْ شِمَالِيْ وَمِنْ فَوْقِيْ، وَأَعُوْذُ بِعَظَمَتِكَ أَنْ أُغْتَالَ مِنْ تَحْتِيْ".**

"ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L'AAFIYATA FII DDUN-YAA WAL-AAKHIRATI. ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L'AFWA WAL'AAFIYATA FII DIINII WADUN-YAAYA WA-AHLII WAMAALII. ALLAAHUMMA STUR AWRAATII WA-AAMIN

RAW'AATII. ALLAAHUMMA H-FADHWNII MIN BAYNI YADAYYA WAMIN KHAL-FII, WA'AN YAMIINII, WA'AN SHIMAALII, WAMIN FAWQII, WA-A'UUDHU BI'ADHWAMATIKA AN UGH-TAALA MIN TAH-TII”.

(*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye imbabazi no kuroranirwa mw'idini ryanje, mu buzima bwanje bwo kw'isi, mu muryango wanje no mu matungo yanje. Mana yanje Nzima! Mbikira akabanga ku kuntu mbayeho, Untekanye (Untururuze) ku mushaha (hagize igituma mpungabana). Mana yanje Nzima! Mbungabungira imbere yanje, inyuma yanje, iburyo bwanje, ibubamfu bwanje no hejuru yanje. Kandi ndikinze ku budahangarwa bwawe sinterwe musi yanje ngo mirwe n'isi*)[96].

**12.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Uwuvuze ati:

"لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيكَ لَهُ، لَهُ المُلْكُ ولَهُ الحَمْدُ، وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيءٍ قَدِيرٌ "

“LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR”, (*Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa, ubwami n'ishimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose*), uwuvuze ayo majambo incuro cumi igihe aramutse, yandikirwa ivyiza ijana, agahanagurwako ivyaha ijana, agahabwa indishi zingana no guha ubwigenge umugurano, akanakingirwa n'Imana Allah kuri uwo musi gushika ku mugoroba. Uwuvuze nk'ayo majambo igihe yiriwe aronka nk'ivyo nyene[97]”.

**13.** Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Uwuvuze mu gihe yiriwe incuro zitatu ati:

"أَعُوذُ بِكَلِمَاتِ اللهِ التَّامّاتِ مِنْ شَرِّ ما خَلَقَ "

“A'UUDHU BIKALIMAATI LLAAHI TTAAMMAATI MIN SHARRI MAA KHALAQ”, (*Ndikinze ku majambo y'Imana Allah atunganye*

[96]Yashikirijwe na Ahmad na Abu Dawud na Al-Nasaa-iy na Ibnu Maaja, yaranemejwe na Al-Haakim.
[97]Yashikirijwe na Ahmad.

*(atagabanijwe), ankingire inabi y'ivyo Yaremye*), nta bumara bw'ibikomorana bumugirira nabi muri iryo joro[98]".
Muslim yashikirije inyigisho yakiriwe na Khawla umukobwa wa Hakiim (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuzokwururukira ahantu hanyuma akavuga ati: **" أَعُوْذُ بِكَلِمَاتِ اللهِ التّامّاتِ مِنْ شرِّ ما خَلَقَ "**

"A'UUDHU BIKALIMAATI LLAAHI TTAAMMAATI MIN SHARRI MAA KHALAQ", (*Ndikinze ku majambo y'Imana Allah atunganye (atagabanijwe), ankingire inabi y'ivyo Yaremye*), nta kintu na kimwe kizomugirira nabi gushika ave nya hantu abandanye urugendo".

**14.** Mu vyakiriwe na Abdullah na mwene Abdu l-Rahmaani mwene Abzaa, yavyumvise kwa se (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora ivuga mu gihe iramutse iti:

**"أَصْبَحْنَا عَلَى فِطْرةِ الْإِسْلَامِ، وَعَلَى كَلِمَةِ الْإِخْلَاصِ وَعَلَى دِيْنِ نَبِيّنَا مُحَمَّدٍ صَلَى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلّمَ، وَعلى مِلَّةِ أَبِيْنَا إِبْرَاهِيْمَ حَنِيْفًا مُسْلِمًا وَمَا كَانَ مِنَ الْمُشْرِكِيْنَ".**

"ASW-BAH-NAA ALAA FITWRATI L-ISLAAMI, WA'ALAA KALIMATI L-IKHLAASW, WA'ALAA DIINI NABIYYINAA MUHAMMADIN SWALLA LLAAHU ALAYHI WASALLAMA, WA'ALAA MILLATI ABIINAA IBRAAHIIMA HANIIFAN MUSLIMAN WAMAA KAANA MINA L-MUSH-RIKIIN".
(*Twaramukanye idini ndemanwa ry'ubwislamu, twemanga ijambo ryo gutumbera Imana Imwe Rudende, twubahiriza idini ry'Intumwa Muhamadi nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah, twisunga akarangamutima ko kwemera ka dawe wacu Ibrahimu, yasenga Imana Imwe Rudende Allah yicishije bugufi, kandi ntiyari mu babangikanyamana*[99]).

**15.** Mu vyakiriwe na Abdu l-Rahmaani mwene Abi Bakra, ni uko igihe kimwe yabwiye se ati: "Da! Jewe mu vy'ukuri nama nakwumvise usaba igihe cose mu gitondo uti:

**"اللَّهُمَّ عَافِنِيْ فِيْ بَدَنِيْ، اللَّهُمَّ عَافِنِيْ فِيْ سَمْعِيْ، اللَّهُمَّ عَافِنِيْ فِيْ بَصَرِيْ، لَا إِلَهَ إِلّا أَنْتَ "**

[98] Yashikirijwe na Ahmad.
[99] Yashikirijwe na Ahmad.

"ALLAAHUMMA AAFINII FII BADANII. ALLAAHUMMA AAFINII FII SAM'II. ALLAAHUMMA AAFINII FII BASWARII. LAA ILAAHA ILLAA ANTA", (*Mana yanje Nzima! Mpa amagara meza mu mubiri wanje. Mana yanje Nzima! Mpa amagara meza mu matwi yanje. Mana yanje Nzima! Mpa amagara meza mu maso yanje. Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe Allah*)", ugaheza ugasubiramwo ayo majambo incuro zitatu igihe uramutse n'incuro zitatu igihe wiriwe.

Ukongera ukavuga uti:

**" اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَعُوْذُ بِكَ مِنَ الْكُفْرِ وَالْفَقْرِ، اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَعُوْذُ بِكَ مِنْ عَذَابِ القَبْرِ، لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ "**

"ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L-KUFRI WAL-FAQRI. ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MIN ADHAABI L-QABRI, LAA ILAAHA ILLAA ANTA", (*Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire ubugarariji n'ubukene. Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire ibihano vyo mu mva. Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe*), ugasubiramwo ayo majambo incuro zitatu igihe uramutse n'incuro zitatu igihe wiriwe! Se na we ati: "Egome cane mwananje! Jewe mu vy'ukuri narumvise Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) isabisha ivyo bisabisho. Kubera ivyo rero, nanje ndakunda gukurikiza imigenzo yayo".

Yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

**" دَعَوَاتُ الْمَكْرُوْبِ: "اللَّهُمَّ رَحْمَتَكَ أَرْجُوْ فَلَا تَكِلْنِيْ إِلَى نَفْسِيْ طَرْفَةَ عَيْنٍ، وَأَصْلِحْ لِيْ شَأْنِيْ كُلَّهُ، لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ". فَأُحِبُّ أَنْ أَسْتَنَّ بِسُنَّتِهِ"**

"Ibisabisho vy'uwashikiwe n'intureka avuga ati: "ALLAAHUMMA RAHMATAKA ARJUU FALAA TAKILNII ILAA NAFSII TWARFATA AYNIN, WA-ASWLIH LII SHA-NII KULLAHU, LAA ILAAHA ILLAA ANTA", (*Mana yanje Nzima! Ndizeye kuronka impuhwe zawe, ntunkureko amaboko akanya na gato n'aho kongana n'ukuvuna urugohe. Ntunganiriza ivyanje vyose, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe*). Burya rero ndakunda gukurikiza imigenzo yayo[100]".

Birategekanijwe ko umwislamu canke umwislamukazi avuga ku musi igihe cose mu gitondo ati: "LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU

[100]Yashikirijwe na Ahmadi na Al-Bukhariy na Abu Dawudi na Al-Nasaa-iy.

L-HAMDU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR" incuro ijana, kugira akingirwe ingaruka mbi za shetani ku mutaga wose gushika bugorobe, hisunzwe inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuvuze ku musi incuro ijana ati:

**"من قال: "لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ ولَهُ الحَمْدُ، وَهُوَ عَلَـــى كُلِّ شَــيءٍ قَدِيرٌ"**

"LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR". (*Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa, ubwami n'ishimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose*), aronka indishi zingana n'iz'uwahaye ubwigenge abagurano cumi, akandikirwa ivyiza ijana, agahanagurirwa ivyaha ijana, akanakingirwa shetani kuri uwo musi gushika bugorobe, kandi nta n'umwe azoza (ku musi w'izuka) yahawe ivyiza bisumba ivyo yazanye, kiretse umuntu yakoze vyinshi gusumba ivyo. Nayo uwuvuze ati:

**"سُبْحَانَ اللهِ وَبِحَمْدِهِ "**

"SUB-HAANA LLAAHI WABIHAMDIHI" ku musi incuro ijana, akurwako ivyaha n'aho vyoba bingana n'ifuro ry'ibahari[101]".

[101]Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslim.

## IBISABISHO BIROBANUYE BISABWA MU BIHE BITANDUKANYE

Mu nyigisho yakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"أَحَبُّ الْكَلَامِ إِلَى اللهِ أَرْبَعٌ: سُبْحَانَ اللهِ، وَالْحَمْدُ لِلَّهِ، وَلَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ، وَاللهُ أَكْبَر "

"Amajambo akundwa cane n'Imana Allah ni ane: SUB-HAANA LLAAHI, WALHAMDU LILLAAHI, WALAA ILAAHA ILLA LLAAHU, WALLAAHU AKBARU[102]", (*Ininahazwa ni iry'Imana Allah, n'ishimagizwa ni iry'Imana Allah, nta n'iyindi mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah, Imana Allah ni na Yo nkuru, nikuzwe*).

Birakenewe rero gusubiramwo kenshi ayo majambo umutima uri mu nda. Biranakenewe kandi gusubiramwo kenshi umwanya wose ibisabisho vyakiriwe ku Ntumwa vyo kuninahaza no gusaba, na canecane ku musozi wa Arafati no ku musi wa arafa, umuntu agahitamwo ibisabisho vyo kuninahaza no gusaba bigufibigufi ariko bisigura vyinshi. Muri vyo, twovuga:

**1.** "SUB-HAANA LLAAHI WABIHAMDIHI, SUB-HAANA LLAAHI L'ADHWIIMI, LAA ILAAHA ILLAA ANTA, SUB-HAANAKA INNII KUNTU MINA DDHWAALIMIINA".

" سُبْحَانَ اللهِ وَبِحَمْدِهِ، سُبْحَانَ اللهِ الْعَظِيْمِ، لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ سُبْحَانَكَ إِنِّي كُنْتُ مِنَ الظَّالِمِيْنَ "

(*Ininahazwa n'ishimagizwa bikwiye Imana Allah, ininahazwa ni iry'Imana Allah Nyenicubahirogisumbavyose, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe. Ininahazwa ni iryawe. Jewe mu vy'ukuri nari mu bantu birenganije*).

**2.** "LAA ILAAHA ILLA LLAAHU, WALAA NA'BUDU ILLAA IYYAAHU, LAHU NNI'MATU WALAHU L-FADWLU WALAHU TTHANAA-U L-HASANU, LAA ILAAHA ILLA LLAAHU MUKH-LISWIINA LAHU DDIINA WALAW KARIHA L-KAAFIRUUNA".

"لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ، وَلَا نَعْبُدُ إِلَّا إِيَّاهُ، لَهُ النِّعْمَةُ وَلَهُ الْفَضْلُ وَلَهُ الثَّنَاءُ الْحَسَنُ، لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ مُخْلِصِيْنَ لَهُ الدِّيْنَ وَلَوْ كَرِهَ الْكَافِرُوْنَ"

(*Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah,*

---

[102] Yakiriwe na Samura mwene Jundubi. Aravugamwo kandi ati: "Nta co bigutwaye ku ryo ari ryo ryose woherako". Yashikirijwe na Muslim.

*nta n'iyindi twiyegereza mu gusenga atari Yo gusa, inema n'ingabirano ni ivyayo, n'ukuyagwa neza bishemeye ni ukwayo. Nta mana ibwirijwegusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah, ni Yo dutumbera mu kweza idini n'aho vyoshavuza abagarariji*).

**3.** "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH".

"لَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ"

(*Nta buhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse ivyo nshobojwe n'Imana Allah*).

**4.** "RABBANAA AATINAA FI DDUN-YAA HASANATAN WAFI L-AAKHIRATI HASANATAN WAQINAA ADHAABA NNAAR".

"رَبَّنَا آتِنَا فِي الدُّنْيَا حَسَنَةً، وَفِي الْآخِرَةِ حَسَنَةً، وَقِنَا عَذَابَ النَّارِ"

(*Mana yacu Rurema Allah! Duhe ivyiza mu buzima bwo kw'isi, n'ivyiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Unadukingire ibihano vyo mu muriro*).

**5.** "ALLAAHUMMA ASWLIH LII DIINI LLADHII HUWA ISWMATU AMRII, WA-ASWLIH LII DUN-YAAYA LLATII FIIHAA MA'AASHII, WA-ASWLIH LII AAKHIRATI LLATII FIIHAA MA'AADII, WA-J'ALI L-HAYAATA ZIYAADATAN LII FII KULLI KHAYRI, WAL-MAWTA RAAHATAN LII MIN KULLI SHARR".

"اللَّهُمَّ أَصْلِحْ لِيْ دِيْنِـــي الَّذِيْ هُوَ عِصْمَةُ أَمْرِيْ، وَأَصْلِحْ لِيْ دُنْيَايَ الَّتِيْ فِيْهَا مَعَاشِيْ، وَأَصْلِحْ لِيْ آخِرَتِي الَّتِيْ فِيْهَا مَعَادِيْ، وَاجْعَلِ الْحَيَاةَ زِيَادَةً لِيْ فِيْ كُلِّ خَيْرٍ، وَالْمَوْتَ رَاحَةً لِيْ مِنْ كُلِّ شَرٍّ"

(*Mana yanje Nzima! Ntunganiriza idini ryanje, ryo ari yo nkinzo y'ivyanje; ntunganiriza n'isi yanje, yo harimwo ukubaho kwanje; ntunganiriza n'ubuzima bwanje bw'inyuma yo gupfa, bwo harimwo ubuganuko bwanje; ngirira ubuzima bwanje akaryo ko kwongererezwa ivyiza vyose, n'urupfu rwanje rumbere akaryo ko kuruhuka inabi z'ubwoko bwose*).

**6.**"A'UUDHU BILLAAHI MIN JAH-DI L-BALAA-I, WADARAKI SSHAQAA-I, WASUU-I L-QADWAA-I, WASHAMAATATI L-A'DAA-I".

"أَعُوْذُ بِاللهِ مِنْ جَهْدِ الْبَلَاءِ، وَدَرَكِ الشَّقَاءِ، وَسُوْءِ الْقَضَاءِ، وَشَمَاتَةِ الْأَعْدَاءِ"

(*Ndikinze ku Mana Allah Inkingire umuruho w'ibigeragezo (ntashoboye kwihanganira), uguterwa n'amagorwa n'amaganya, n'ingaruka mbi z'ishira mu ngiro ry'ivyagezwe, n'agahemo k'abansi*).

**7.** “ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L-HAMMI WAL-HUZNI, WAMINA L'AJZI WAL-KASALI, WAMINA L-JUBNI WAL-BUKHLI, WAMINA L-MA-THAMI WAL-MAGHRAMI, WAMIN GHALABATI DDAYNI WAQAHRI RRIJAALI, A'UUDHU BIKA LLAAHUMMA MINA L-BARASWI WAL-JUNUUNI WAL-JUDHAAMI WAMIN SAYYI-I L-ASQAAMI”.

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَعُوْذُ بِكَ مِنَ الْهَمِّ وَالْحُزْنِ، وَمِنَ الْعَجْزِ وَالْكَسَلِ، وَمِنَ الْجُبْنِ وَالْبُخْلِ، وَمِنَ الْمَأْثَمِ وَالْمَغْرَمِ، وَمِنْ غَلَبَةِ الدَّيْنِ وَقَهْرِ الرِّجَـــالِ، أَعُوْذُ بِكَ اللَّهُمَّ مِنَ الْبَرَصِ وَالْجُنُوْنِ وَالْجُذَامِ وَمِنْ سَيِّءِ الْأَسْقَامِ"**

(*Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire akabonge, ukwicwa n'intuntu, ukunanirwa (kurangura ico nshoboye), ukunebwa, ugutekerwa n'ubwoba, ukuba ingumyi, ugukora ibituma ngwa mu bicumuro, ibituma nkenera ingurane, ukurengerwa n'umwenda, n'ugucinyizwa n'abagabo. Ndakwikinzeko Mana yanje Nzima! Unkingire indwara y'ubukarabe, ugukeherwa n'ubwenge, imibembe n'indwara mbi zitagira kivura*).

**8.** “ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L'AFWA WAL'AAFIYATA FI DDUN-YAA WAL-AAKHIRATI”.

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْعَفْوَ وَالْعَافِيَةَ فِي الدُّنْيَا وَالْآخِرَةِ"**

(*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye imbabazi no kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa*).

**9.** “ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L'AFWA WAL'AAFIYATA FII DIINII WADUN-YAAYA WA-AHLII WA MAALII”.

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْعَفْوَ وَالْعَافِيَةَ فِيْ دِيْنِيْ وَدُنْيَايَ وَأَهْلِيْ وَمَالِيْ "**

(*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye imbabazi no kuroranirwa mw'idini ryanje, mu buzima bwanje bwo kw'isi, mu muryango wanje no mu matungo yanje*)

**10.** “ALLAAHUMMA STUR AWRAATI WA-AAMIN RAW'AATII, WAHFADHW-NII MIN BAYNI YADAYYA WAMIN KHALFII, WA'AN YAMIINII WA'AN SHIMAALII, WAMIN FAWQII, WA-A'UUDHU BI'ADHWAMATIKA AN UGHTAALA MIN TAH-TII”.

**"اللَّهُمَّ اسْتُرْ عَوْرَاتِيْ وَآمِنْ رَوْعَـــاتِيْ، وَاحْفَظْنِيْ مِنْ بَيْنِ يَدَيَّ وَمِنْ خَلْفِيْ وَعَنْ يَمِيْنِيْ وَعَنْ شِمَالِيْ وَمِنْ فَوْقِيْ، وَأَعُوْذُ بِعَظَمَتِكَ أَنْ أُغْتَالَ مِنْ تَحْتِيْ"**

(*Mana yanje Nzima! Mbikira akabanga ku kuntu mbayeho, Untekanye (Untururuze) ku mushaha (hagize igituma mpungabana), Mbungabungira imbere yanje, inyuma yanje, iburyo bwanje, ibubamfu bwanje no hejuru yanje. Kandi ndikinze ku budahangarwa bwawe sinterwe musi yanje ngo mirwe n'isi*).

**11.** "ALLAAHUMMA GH-FIR LII KHATWII-ATII WAJAHLII, WA-ISRAAFII FII AMRII, WAMAA ANTA A'LAMU BIHII MINNII".

**"اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِيْ خَطِيْئَتِيْ وَجَهْلِيْ، وَإِسْرَافِيْ فِيْ أَمْرِيْ، وَمَا أَنْتَ أَعْلَمُ بِهِ مِنِّيْ"**

(*Mana yanje Nzima! Ngumiriza akabanga Umbabarire ivyaha vyanje vyose; ivyo nakoze ku kutamenya, ivyo nakoze nkarenza urugero rw'ibirekuwe n'ivyo Unziko kunsumvya*).

**12.** "ALLAAHUMMA GH-FIR LII JIDDII WAHAZALII, WAKHATWA-II WA'AMDII, WAKULLA DHAALIKA INDII".

**"اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِيْ جِدِّيْ وَهَزَلِيْ، وَخَطَئِيْ وَعَمْدِيْ، وَكُلَّ ذَلِكَ عِنْدِيْ"**

(*Mana yanje Nzima! Ngumiriza akabanga Umbabarire ivyaha vyanje; ivyo nakoze nshishikaye n'ivyo nakoze ntebura, ivyo nakoze ku kutamenya n'ivyo nakoze nkana, kandi ivyo vyose ndemanga ko vyanshikiye*).

**13.** "ALLAAHUMMA GH-FIR LII MAA QADDAMTU WAMAA AKKHARTU, WAMAA ASRARTU WAMAA A'LANTU, WAMAA ANTA A'LAMU BIHII MINNII, ANTA L-MUQADDIMU WA-ANTA L-MU-AKKHIRU, WA-ANTA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIRU".

**"اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِيْ مَا قَدَّمْتُ وَمَا أَخَّرْتُ، وَمَا أَسْرَرْتُ وَمَا أَعْلَنْتُ، وَمَا أَنْتَ أَعْلَمُ بِهِ مِنِّيْ، أَنْتَ الْمُقَدِّمُ وَأَنْتَ الْمُؤَخِّرُ، وَأَنْتَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ"**

(*Mana yanje Nzima! Ngumiriza akabanga Umbabarire ivyaha nakoze no kudashobora kurangura ibikorwa bitegetswe; ivyo nakoze mu mpisho n'ivyo nakoze ku mugaragaro n'ivyo Unziko kunsumvya mu bicumuro. Wewe ni We Uteza imbere abo Ushatse mu kukwumvira, ni na Wewe Usubiza inyuma abo Ushatse mu bugaba, ni na Wewe Mushoboravyose*).

**14.** "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA TTHABAATA FI L-AMRI, WAL'AZIIMATA ALA RRUSHDI, WA-AS-ALUKA SHUKRA NI'MATIKA WAHUSNA IBAADATIKA, WA-AS-ALUKA QALBAN SALIIMAN WALISAANAN SWAADIQAN, WA-AS-ALUKA MIN KHAYRI MAA TA'LAMU, WA-A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA TA'LAMU, WA-ASTAGH-FIRUKA LIMAA TA'LAMU, INNAKA ALLAAMU L-GHUYUUBI".

"اللَّهُمَّ إِنِّي أَسْأَلُكَ الثَّبَاتَ فِي الْأَمْرِ، وَالْعَزِيْمَةَ عَلَى الرُّشْدِ، وَأَسْأَلُكَ شُكْرَ نِعْمَتِكَ وَحُسْنَ عِبَادَتِكَ، وَأَسْأَلُكَ قَلْبًا سَلِيْمًا وَلِسَانًا صَادِقًا، وَأَسْأَلُكَ مِنْ خَيْرِ مَا تَعْلَمُ، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنْ شَرِّ مَا تَعْلَمُ، وَأَسْتَغْفِرُكَ لِمَا تَعْلَمُ، إِنَّكَ عَلَّامُ الْغُيُوْبِ"

(*Mana yanje Nzima! Ndagusavye ugutsimbatara ku kwemera kwanje, ukugira ishaka rikwiye mu gutumbera ukuri. Ndagusavye n'ugushima inema zawe n'ubutore bwo kukwiyegereza mu kugusenga. Ndanagusavye umushaha wejejwe n'ururimi rw'imvugakuri. Ndagusavye Umpe mu vyiza vy'ivyo Uzi ko ari vyiza. Ndanakwikinzeko Unkingire inabi y'ivyo Uzi ko ari bibi. Ndagusavye kandi imbabazi ku vyo Uzi ko ari ivyaha. Wewe mu vy'ukuri, Urazi neza cane ibinyegejwe ibiremwa*).

**15.** "ALLAAHUMMA RABBA NNABIYYI MUHAMMADIN ALAYHI SSWALAATU WASSALAAMU! IGH-FIR LII DHANBII, WA-ADH-HIB GHAYDHWA QALBII, WA-A'IDHNII MIN MUDWILLAATI L-FITANI MAAAB-QAYTANII".

"اللَّهُمَّ رَبَّ النَّبِيِّ مُحَمَّدٍ عَلَيْهِ الصَّلَاةُ وَالسَّلَامُ، اغْفِرْ لِيْ ذَنْبِيْ، وَأَذْهِبْ غَيْظَ قَلْبِيْ وَأَعِذْنِيْ مِنْ مُضِلَّاتِ الْفِتَنِ مَا أَبْقَيْتَنِيْ"

(*Mana Rurema wa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Ngumiriza akabanga Umbabarire ibicumuro vyanje. Unkuremwo ishavu mu mutima Unankingire ibigeragezo bihuvya mu gihe cose Uzoba Ukimbeshejeho*).

**16.** "ALLAAHUMMA RABBA SSAMAAWAATI WARABBA L-ARDWI WARABBA L'ARSHI L'ADHWIIMI. RABBANAA WARABBA KULLI SHAY-IN. FAALIQA L-HABBI WANNAWAA, MUNZILA TTAWRAATI WAL-INJIILI WAL-FUR-QAANI, ANTA L-AWWALU FALAYSA QAB-LAKA SHAY-UN, WA-ANTA L-AAKHIRU FALAYSA BA'DAKA SHAY-UN, WA-ANTA DDHWAAHIRU FALAYSA FAWQAKA SHAY-UN, WA-ANTA L-BAATWINU FALAYSA DUUNAKA SHAY-UN, IQ-DWI ANNI DDAYNA WA-AGHNINII MINA L-FAQRI".

"اللَّهُمَّ رَبَّ السَّمَاوَاتِ وَرَبَّ الْأَرْضِ وَرَبَّ الْعَرْشِ الْعَظِيْمِ، رَبَّنَا وَرَبَّ كُلِّ شَيْءٍ، فَالِقَ الْحَبِّ وَالنَّوَى، وَمُنْزِلَ التَّوْرَاةِ وَالْإِنْجِيلِ وَالْفُرْقَانِ، أَنْتَ الْأَوَّلُ فَلَيْسَ قَبْلَكَ شَيْءٌ، وَأَنْتَ الْآخِرُ فَلَيْسَ بَعْدَكَ شَيْءٌ، وَأَنْتَ الظَّاهِرُ فَلَيْسَ فَوْقَكَ شَيْءٌ، وَأَنْتَ الْبَاطِنُ فَلَيْسَ دُوْنَكَ شَيْءٌ، اقْضِ عَنِّيَ الدَّيْنَ وَأَغْنِنِيْ مِنَ الْفَقْرِ"

(*Mana yanje Nzima! Mana Rurema w'amajuru! Mana Rurema w'isi! Mana Rurema w'ubuhangamo buhambaye! Mana yacu Rurema Ukaba n'Imana Rurema w'ikintu ico ari co cose! Usatura urutete n'urubuto bikagondora! Wamanuye Tawurati, Injili na Qor'ani! Ndakwikinzeko Unkingire inabi y'ikintu cose kiri mu minwe yawe mu kukibeshaho. Mana yanje Nzima! Wewe ni We wa mbere nta cigeze kibaho imbere yawe, ni na Wewe wa nyuma nta kizobaho inyuma yawe, ni na Wewe Rwigaragaza nta cigaragaza hejuru yawe, ni na Wewe Rwihisha nta na kimwe kikwihisha, Ndihira umwenda unankenure mve mu bukene*).

**17.** "ALAAHUMMAA'TWI NAFSII TAQ-WAAHAA, WAZAKKIHAA ANTA KHAYRU MAN ZAKKAAHAA, ANTA WALIYYUHAA WAMAWLAAHAA. ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L'AJZI WAL-KASALI, WA-A'UUDHU BIKA MINA L-JUBNI WAL-HARAMI WAL-BUKHLI, WA-A'UUDHU BIKA MIN ADHAABI L-QABRI".

**"اللَّهُمَّ أَعْطِ نَفْسِيْ تَقْوَاهَا، وَزَكِّهَا أَنْتَ خَيْرُ مَنْ زَكَّاهَا، أَنْتَ وَلِيُّهَا وَمَوْلَاهَا، اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَعُوْذُ بِكَ مِنَ الْعَجْزِ وَالْكَسَلِ، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنَ الْجُبْنِ وَالْهَرَمِ وَالْبُخْلِ، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنْ عَذَابِ الْقَبْرِ"**

(*Mana yanje Nzima! Ha umushaha wanje ubugororotsi Wongere Unaweze. Wewe ni We Mwiza w'abeza umushaha. Burya Wewe uri Kizigenza na Nkinzoyabatoni yawo. Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire ukunanirwa kurangura ivyo nshoboye n'ukunebwa. Ndanakwikinzeko Unkingire ukwicwa n'ubwoba, ugusaza nabi no kuba ingumyi. Ndakwikinzeko kandi Unkingire ibihano vyo mu mva*).

**18.** "ALLAAHUMMA LAKA ASLAMTU, WABIKA AAMANTU, WA'ALAYKA TAWAKKALTU, WA-ILAYKA ANABTU, WABIKA KHAASWAMTU, A'UUDHU BI'IZZATIKA AN TUDWILLANII, LAA ILAAHA ILLAA ANTA, ANTA L-HAYYU LLADHII LAA YAMUUTU, WAL-JINNU WAL-INSU YAMUUTUUNA".

**"اللَّهُمَّ لَكَ أَسْلَمْتُ، وَبِكَ آمَنْتُ، وَعَلَيْكَ تَوَكَّلْتُ، وَإِلَيْكَ أَنَبْتُ، وَبِكَ خَاصَمْتُ، أَعُوْذُ بِعِزَّتِكَ أَنْ تُضِلَّنِيْ، لَا إِلَهَ إِلَّا أَنْتَ، أَنْتَ الْحَيُّ الَّذِيْ لَا يَمُوْتُ، وَالْجِنُّ وَالْإِنْسُ يَمُوْتُوْنَ"**

(*Mana yanje Nzima! Nicishije bugufi ku bwawe, kandi narakwemeye, ni no kuri Wewe nishimikije mu vyo nkora, nagarutse iwawe, ni ku bwawe gusa nanka. Ndikinze ku cubahiro cawe ko Utompuvya, nta mana ibwirijwe*

*gusengwa vy'ukuri atari Wewe, Wewe ni We Nyenubugingo budashira Utazokwigera Upfa, na yo amajini n'abantu birapfa*).

**19.** "ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MIN ILMIN LAA YANFA'U, WAMIN QALBIN LAA YAKH-SHA'U, WAMIN NAFSIN LAA TASHBA'U, WAMIN DA'WATIN LAA YUSTAJAABU LAHAA".

"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَعُوْذُ بِكَ مِنْ عِلْمٍ لَا يَنْفَعُ، وَمِنْ قَلْبٍ لَا يَخْشَعُ، وَمِنْ نَفْسٍ لَا تَشْبَعُ، وَمِنْ دَعْوَةٍ لَا يُسْتَجَابُ لَهَا"

(*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire kugira ubumenyi ata co bwungura, kugira umutima uticisha bugufi, kuba intashima no gusaba igisabisho kitakirwa*).

**20.** "ALLAAHUMMA JANNIBNII MUNKARAATI L-AKHLAAQI WAL-A'MAALI WAL-AH-WAA-I WAL-AD-WAA-I".

"اللَّهُمَّ جَنِّبْنِيْ مُنْكَرَاتِ الْأَخْلَاقِ وَالْأَعْمَالِ وَالْأَهْوَاءِ وَالْأَدْوَاءِ"

(*Mana yanje Nzima! Nshira kure Unkingire kurangwa n'ingeso mbi, ibikorwa bibi, ivyipfuzo bibi no gufatwa n'indwara mbi*).

**21.** "ALLAAHUMMA ALHIMNII RUSHDII, WA-A'IDHNII MIN SHARRI NAFSII".

"اللَّهُمَّ أَلْهِمْنِيْ رُشْدِيْ، وَأَعِذْنِيْ مِنْ شَرِّ نَفْسِيْ"

(*Mana yanje Nzima! Nyereka inzira y'ubugororotsi bwanje Unankingire n'ibibi vy'umutima wanje*).

**22.** "ALLAAHUMMA KFINII BIHALAALIKA AN HARAAMIKA, WA-AGHNINII BIFADW-LIKA AMAAN SIWAAKA"

"اللَّهُمَّ اكْفِنِيْ بِحَلَالِكَ عَنْ حَرَامِكَ، وَأَغْنِنِيْ بِفَضْلِكَ عَمَّنْ سِوَاكَ"

(*Mana yanje Nzima! Mpa ibinkwiye birekuwe bituma ntaturukira ivyo waziririje, Unankenure mu mpano zawe zituma ntakenera uwundi atari Wewe*).

**23.** "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L-HUDAA WATTUQAA WAL'AFAAFA WAL-GHINAA".

"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْهُدَى وَالتُّقَى وَالْعَفَافَ وَالْغِنَى"

(*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye Umpe ubugororotsi, ukugamburuka, ukwirengagiza ibidakenewe no kwikenura*).

**24.** "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L-HUDAA WASSADAADA".

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْهُدَى وَالسَّدَادَ"**

(*Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye ubugororotsi no gutumbera ukuri bikwiye*).

**25.** "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA MINA L-KHAYRI KULLIHI, AAJILIHI WA-AAJILIHI, MAA ALIMTU MIN-HU WAMAA LAM A'LAM, WA-A'UUDHU BIKA MINA SSHARRI KULLIHI, AAJILIHI WA-AAJILIHI, MAA ALIMTU MIN-HU WAMAA LAM A'LAM, WA-AS-ALUKA MIN KHAYRI MAA SA-ALAKA MIN-HU ABDUKA WANABIYYUKA MUHAMMADUN SWALA LLAAHU ALAYHI WASALLAMA, WA-A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MA STA'AADHA MIN-HU ABDUKA WANABIYYUKA MUHAMMADUN SWALA LLAAHU ALAYHI WASALLAMA".

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ مِنَ الْخَيْرِ كُلِّهِ، عَاجِلِهِ وَآجِلِهِ، مَا عَلِمْتُ مِنْهُ وَمَا لَمْ أَعْلَمْ، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنَ الشَّرِّ كُلِّهِ، عَاجِلِهِ وَآجِلِهِ، مَا عَلِمْتُ مِنْهُ وَمَا لَمْ أَعْلَمْ، وَأَسْأَلُكَ مِنْ خَيْرِ مَا سَأَلَكَ مِنْهُ عَبْدُكَ وَنَبِيُّكَ مُحَمَّدٌ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنْ شَرِّ مَا اسْتَعَاذَ مِنْهُ عَبْدُكَ وَنَبِيُّكَ مُحَمَّدٌ صَلَّى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ"**

(*Mana yanje Nzima! Ndagusavye Umpe mu vyiza vyose; ivyo mu buzima bwo kw'isi n'ivyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa; ivyo nzi muri vyo n'ivyo ntazi. Ndanakwikinzeko Unkingire inabi zose, izo mu buzima bwo kw'isi n'izo mu buzima bw'inyuma yo gupfa; izo nzi muri zo n'izo ntazi. Ndagusavye Umpe mu vyiza, umuja wawe akaba n'Intumwa yawe nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah yagusavyeko, ndanakwikinzeko Unkingire inabi umuja wawe akaba n'Intumwa yawe nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah yagusavye ko womukingira)*.

**26.** "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L-JANNATA WAMAA QARRABA ILAYHAA MIN QAWLIN AW AMALIN, WA-A'UUDHUBIKA MINA NNAARI WAMAA QARRABA ILAYHAA MIN QAWLIN AW AMALIN, WA-AS-ALUKA AN TAJ'ALA KULLA QADWAA-IN QADWAYTAHUU LII KHAYRAN".

**"اللَّهُمَّ إِنِّيْ أَسْأَلُكَ الْجَنَّةَ وَمَا قَرَّبَ إِلَيْهَا مِنْ قَوْلٍ أَوْ عَمَلٍ، وَأَعُوْذُ بِكَ مِنَ النَّارِ وَمَا قَرَّبَ إِلَيْهَا مِنْ قَوْلٍ أَوْ عَمَلٍ، وَأَسْأَلُكَ أَنْ تَجْعَلَ كُلَّ قَضَاءٍ قَضَيْتَهُ لِيْ خَيْرًا"**

(*Mana yanje Nzima! Ndagusavye Ubwami bw'ijuru n'ico cose cobunyegereza mu majambo canke mu bikorwa. Ndakwikinzeko Unkingire umuriro n'ico cose cowunyegereza mu majambo canke mu bikorwa. Ndagusavye ico Woshira mu ngiro ku vyo Wangereye ko Wokimperamwo ivyiza*).

**27.** "LAA ILAAHA ILLAA LLAAHU WAH-DAHU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, YUH-YII WAYUMIITU, BIYADIHI L-KHAYRU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIRU, SUB-HAANA LLAAHI, WAL-HAMDU LILLAAHI, WALAA ILAAHA ILLA LLAAHU, WALLAAHU AKBARU, WALAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAHI L'ALIYYI L'ADHWIIM".

**"لَا إِلَهَ إِلَّا اللّٰهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيْكَ لَهُ، لَهُ الْمُلْكُ وَلَهُ الْحَمْدُ، يُحْيِيْ وَيُمِيْتُ بِيَدِهِ الْخَيْرُ، وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيْءٍ قَدِيْرٌ، سُبْحَانَ اللهِ، وَالْحَمْدُ لِلّٰهِ، وَلَا إِلَهَ إِلَّا اللّٰهُ، وَاللّٰهُ أَكْبَرُ، وَلَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ الْعَلِيِّ الْعَظِيْمِ"**

(*Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa, ubwami n'ishimagizwa ni ivyayo, ni Yo Itanga ubuzima Ikanabwaka (ibiremwa). Ivyiza vyose biri mu minwe yayo, ni na Yo Mushoboravyose, ininahazwa ni iry'Imana Allah, ishimagizwa ni iry'Imana Allah, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah. Imana Allah ni Yo Nkuru, nikuzwe, nta buhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse ivyo nshobojwe n'Imana Allah Nyenicubahiro-ntangere, Nyenicubahirogisumbavyose*).

**28.** "ALLAAHUMMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN, WABAARIK ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN".

**"اللَّهُمَّ صَلِّ عَلَى مُحَمَّدٍ، وَعَلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا صَلَّيْتَ عَلَى إِبْرَاهِيمَ، وَعَلَى آلِ إِبْرَاهِيمَ، إِنَّكَ حَمِيْدٌ مَجِيْدٌ، اللَّهُمَّ بَارِكْ عَلَى مُحَمَّدٍ، وَعَلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا بَارَكْتَ عَلَى إِبْرَاهِيمَ، وَعَلَى آلِ إِبْرَاهِيمَ، إِنَّكَ حَمِيْدٌ مَجِيْدٌ"**

(*Ewe Mana Yanje Rurema! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Ewe Mana Yanje Rurema! Hezagira Intumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe ni Nyenugushimagizwa, Nyenicubahiro*).

**29.** "RABBANAA AATINAA FI DDUN-YAA HASANATAN WAFI L-AAKHIRATI HASANATAN WAQINAA ADHAABA NNAARI".

**"رَبَّنَا آتِنَا فِي الدُّنْيَا حَسَنَةً، وَفِي الْآخِرَةِ حَسَنَةً، وَقِنَا عَذَابَ النَّارِ"**

(*Mana yacu Rurema! Duhe ivyiza mu buzima bwo kw'isi, n'ivyiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Unadukingire n'ibihano vyo mu muriro*).

Birabereye rero ku wagiye gushengerera ingoro ntagatifu y'Imana Allah, mu gihe ari ku buhagararo bwa Arafati, kuguma asubiramwo ivyo bisabisho vyo kuninahaza no gusaba Imana Allah canke ibindi nka vyo, akanasabira n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), agasaba adahesha, akanasaba Imana yiwe Rurema ivyiza vyo kw'isi n'ivyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora mu gihe isavye, isubiramwo igisabisho incuro zitatu. Ni vyiza rero kwigana Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu kuntu yasaba.

Ni kw'isozerwa ry'ibi bisabisho dusozereye ivyo twipfuje kwegeranya muri aka gatabu. Harakagira amahoro n'impuhwe Intumwa yacu Muhamadi, umuryango wayo hamwe n'ingendanyi zayo zose.

## GUSOZERA

Nihashimagizwe Imana Allah, Rurema w'ibiremwa vyose. Amahoro n'impuhwe bisasagare ku Ntumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) no ku muryango wayo, ingendanyi zayo zose n'ababakurikiye ku neza, gushika ku musi w'impera.

Inyuma y'ivyo:

Igikorwa co gusigura mu rurimi rw'ikirundi igitabu c'ibibazo vyerekeye inyigisho zo kwemera Imana Imwe Rudende, uburyo bwo gutunganya isuku ryo gusenga, uburyo bwo gusabira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'ibisabisho vyo kuninahaza no gusaba Imana Allah kiratunganye, gutyo tukaba dushimira twongera dushimagiza Imana Allah Yakidushoboje.

Ni na co gituma twashaka gushimira kandi abitanze bose kugira ngo iki gikorwa gishike kuri iyi ntambwe ishimishije, canecane abagize umugwi ushinzwe gusigura mu Kirundi ibitabu vy'inyigisho z'idini ry'ubwislamu, ku kigoro nta ngere bagize gushika n'aho iki gitabu gitungana neza nk'uku mukibona.

Twashaka kandi gushimira ishirahamwe BENAA ku ntererano idasanzwe ryatanze, mu gufata mu mugongo no gutera intege uwo mugwi. Imana Allah Yonyene ni Yo Izobirihembera.

Mboneyeho kandi gusaba uwo wese azosoma iki gitabu, akabona ico twanditse mu buryo butabereye, ko yobidushikiriza abicishije kuri (+257) 75841200 \ 61114691 tugaheza tugahinyanyura.


Turasavye Imana Nyenubweranda Idufashe kuba twashoboye gutunganya iki gikorwa bikwiye, Ikiduhembere mu kuduha icubahiro kw'isi no mw'Ijuru, Yongere Itubabarire ivyaha vyacu, Idushoboze kuzirikana indishi kuri Yo, mu vyo tuvuga n'ivyo dukora kandi vyungure abandi. Mu vy'ukuri, Yumva vyose, Yumvira uwuyisavye.

Mana yacu Allah, Sasagaza amahoro n'impuhwe zawe ku Ntumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), umuryango wayo n'ingendanyi zayo zose.

Umukuru w'umugwi ujejwe gusigura mu rurimi rw'ikirundi

**Sheikh GIHETE Yusufu**

# UKUNTU IBIZIGA BISENGERWA IYO ARI VYINSHI



مؤسسة بناء للتنمية والتعليم

BENAA FOUNDATION FOR DEVELOPMENT AND EDUCATION

# مسائل في العقيدة وصفة الوضوء وصفة صلاة النبي صلى الله عليه وسلم والأذكار


لسماحة الشيخ العلامة

**عبد العزيز بن عبد الله بن باز**

رحمه الله

ترجمه إلى اللغة الكيروندية الشيخ غيهيتي يوسف

راجعه – الإمام ميناني عبد الصمد

– الشيخ نهايو يعقوب جاك



بوجومبورا، محرم ١٤٤١ ه